# *The Bible's Missionary Message*

# *Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya*

**Igice ca II A:  Isezerano Risha**

*Steef van 't Slot, PhD*

© Steef van 't Slot, 2015

**Uwafashe amafoto yo ku rupapuro rw'inyuma**

Umukwe wanje ***James Gilmour***

*Cahinduwe mu Kirundi kivuye mu*
*Congereza na*
*Pasta Japhet Nkurunziza*
*E-mail: jphtnkurunziza@gmail.com*
*Tel: +25768648215*

# Ibirimwo


**Kwemeza 'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya'** v

**Gushimira** vii

**Ijambo ry'Intango ry'Umwanditsi** viii

**Intangamarara** ix

**Uburyo bwo Gukoresha Iki Gitabu** x

**Igice ca I Ibijanye n'Ijanabutumwa mu Butumwa Bwiza** 1

1. *Matayo (1)* 2
2. *Matayo (2)* 6
3. *Matayo (3)* 9
4. *Mariko (1)* 13
5. *Mariko (2)* 16
6. *Luka (1)* 20
7. *Luka (2)* 24
8. *Yohana (1)* 28
9. *Yohana (2)* 32
10. *Yohana (3)* 36

**Igice ca II Ivyigwa Bimwe Bimwe mu Vyakozwe n'Intumwa** 39

1. *Kuva I Yerusalemu Gushika ku Mpera y'Isi* 40
2. *Gukizwa Ubwa Kabiri* 44

**Igice ca III Imyihwezo y'Ijanabutumwa: Ivyete vya Pawulo** 48

1. *Ab'i Galatiya* 49
2. *Ubundi Butumwa Bwiza* 53
3. *Ab'i Tesalonike (1 & 2)* 57
4. *Ab'i Korinto ba Mbere* 61
5. *Ab'i Korinto ba Kabiri* 65
6. *Abaroma* 71
7. *Ab'i Kolosayi* 75
8. *Filemoni* 79
9. *Abanyefeso* 82
10. *Ab'i Filipi* 85
11. *Timoteyo* wa Mbere 91
12. *Tito* 94
13. *Timoteyo* wa Kabiri 97

**Ibindi Bitabu vya Steef van 't Slot** 101

**Ibitabu Vyakoreshejwe** 102

**Guhamagarira Ijanabutumwa** 103

# Kwemeza
# ‘Ubutumwa bw’Abajanabutumwa bo muri Bibiliya’

Haheze imyaka cumi umugenzi wanje w’Umubiligi avuze ati, ‘Ubwirizwa guhura n’umugenzi wanje wo mubu Holande. ‘Yaranditse kandi yigisha bimwe mu bintu vyiza nabonye ku mushinge wa Bibiliya mw’ijanabutumwa’. Haheze igihe gito, naciye menyana na Muganga Steef kandi twaciye tugira ubucuti bufatiye ku ntumbero twari dusangiye yo kwigisha abajanabutumwa kw’isi yose. Kuva ico gihe naciye ngira amahirwe yo kwigisha ndi kumwe na Steef muri Afrika.

Igikorwa yakoze muri ibi bitabu bishasha bisubiwemwo ni ntagereranywa. Turemeza ko ari ngombwa ko abantu bakora ibikorwa ndenga mico baba batahura neza uko Imana ibona ijanabutumwa nk’uko biboneka mu Vyanditswe Vyera. Ibi ni vyo biri muri ibi bitabu. Steef yari yararondeye ivyanditswe agace ku kandi n’umurongo ku wundi. Ni ibikoresho bitunze cane ku munyeshure agitanguye hamwe n’inzobere mu vyo amashure yigisha kandi yandika ku rwego rwo hejuru.

Ndashima cane kubw’iki gikorwa ciza cane. Ndizera ko bizoba ibikoresho bizokoreshwa cane kandi ngirakamaro mu myaka iri imbere. Nimba rero uri mushasha mu vyigwa vy’ijanabutumwa, ukaba wifuza gutahura umutima w’Imana kw’isi canke umenyereye rwose kandi urondera ibintu bishasha mu gusesangura neza no kuvura ivyanditswe vyose, ibi ni itegeko kuri wewe.
Ntegekanya ko uzokwisanga wahagaze buri kanya buri kanya kubwo gusenga gusa, ushimira Imana kubw’urukundo rwayo ruhebuje ikunda amoko yose.

Uru rukundo rwatumye Data agira ukwitanga kurenze – kwemerera Umwana wiwe bwite gupfa – mu gutanga inzira kugira ngo umuntu wese muri twebwe ashobore kubabarirwa no kwakirwa mu muryango wiwe. Reka izi mpapuro zigutere intege zo kuba uwamamaza iyi ‘nkuru nziza’ kuri abo batarayumva, aho bashobora kuba bari hose kuri uyu mubumbe.

Paul Strand, Umwigisha Mukuru akaba n’Umujenama mu Nyigisho.
Ibikorwa Mpuzamakungu vya Betaniya.
Bloomington, Minnesota muri Amerika.

# Kwemeza
# 'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya'

Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya, Igice ca II A – Isezerano Risha, ni isubirwamwo ry'igitabu ca mbere ca Steef van 't Slot citwa *The Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi)*. Ijambo 'isubirwamwo' ryerekana vyinshi ku vyerekeye umwanditsi. Nubwo biri uko, canke bitewe n'uburambe bwiwe mw'ijanabutumwa bumaze imyaka mirongo, abandanya kurondera inzira nziza zo gushimangira agaciro k'ijanabutumwa ryo muri Bibiliya yose. Ivyo yabikoze kuva mu ntango ko urufatiro rw'ijanabutumwa ruri muri Bibiliya. Ariko, ukurikije iyi ngingo, icifuzo kiboneka c'umwanditsi ni ukwagura ubutunzi bw'ubutumwa bwa Bibiliya kw'ijanabutumwa. Ivyo abikora arondera ibindi bimenyetso vyerekana ijanabutumwa muri Bibiliya no kurondera uburyo bwo kwigisha cane ku vyerekeye ibi bimenyetso. Naho umwanditsi afise urupapuro rw'umutsindo rw'Ubuganga (PhD) ubwiwe, aragerageza kuvuga ku rwego rw'umugwi yifuza: Abakristo bashaka kuba abajanabutumwa, ariko kenshi bakabura inyigisho nyazo. Uburambe bwiwe mu gukorana n'uyu mugwi yifuza bimutera intege zo kubandanya arondera ibiwerekeye.

Ibivuzwe aho haruguru bituma iki gitabu, kandi ndazi neza ko ibice vy'Isezerano Risha IIB bikiri imbere, kiba igitabu c'agaciro co kwiga Bibiliya nk'igitabu njanabutumwa', haba mu mvugo canke mu bikorwa. Kandi si ku mugwi wavuzwe gusa, ariko kandi n'abo bose bahawe amahirwe yo kwiga neza kandi bakaba bashaka kwiga ibijanye no kuganira n'Abakristo mu muco wo mu mvugo.

Ndabahamagarira iki gitabu ndabikuye ku mutima nk'igitabu co kwiga ibijanye n'ijanabutumwa kandi nk'indemeshanyo kuri abo bamenye ko bahamagawe n'Imana mu bikorwa vy'ijanabutumwa.

Kees van der Wilden
Umurongozi Mwunganizi
WEA Mission Commission

# Gushimira

Ndashimira cane umugenzi wanje Anton Kemp, imyaka myinshi ari umurongozi w'umugwi wacu wadushigikira wo mubu Holande (ari wo wahavuye ukura uba urufatiro 'Guhamagarira Ijanabutumwa') mu myaka tumaze muri Afrika. Yagumye asoma ibiri muri ibi bitabu vyose uko ari bitatu mubu Holande, kandi yaratanze ivyiyumviro vyinshi vy'ingirakamaro ku vyerekeye ugutahura igisomwa hamwe n'inyandiko zo musi. Cari kandi iciyumviro ciwe gusohora ibitabu bitatu mu gishingo ca bibiri.

Ndashimiye kandi umugenzi wanje Kees van der Wilden, we, hambavu yo kwandika igice mu vyo kwemeza, yaranatanze impanuro ngirakamaro z'uburyo bwo gutegura neza izi nyandiko z'iminwe kuba igitabu.

# Ijambo ry'Intango ry'Umwanditsi

Vyinshi mu biri muri iki gitabu vyasohowe ubwa mbere (n'Ishure Yisumbuye y'Ivyigwa Ndoramana y'I Heburoni, Rynfield, Afrika y'Epfo, 2005) nk'igitabu kimwe, citwa *Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi)*. Iki gitabu cari kinini cane, kizimvye cane gusohora kandi kinaremeye gutwara gifise impapuro 281 mu mpapuro za A-4.

Kubw'ivyo naragisubiyemwo mu duce 78 tugufi, gica gisohoka hagati ya Ndamukiza 2008 na Nyakanga 2014. Ubu naho nsohoye ibi mu bitabu 3 bitobito, nizeye ko ibi bizozana umusaruro, bikoreshwe kandi vyorohe gutwarika.

Iki gitabu ca kabiri kirimwo uduce 25 twerekeye Isezerano Risha; ica mbere cari kirimwo uduce 28 twerekeye Isezerano rya Kera hamwe n'ica gatatu kizoba kirimwo uduce 25 twerekeye Isezerano Risha. Vyagenewe kuba inyigisho mu mashure ya Bibiliya, muma semineri y'ivyigwa ndoramana hamwe n'ibigo vyigisha abajanabutumwa: kimwe kimwe muri vyo kimara nk'isaha mu kwigisha. Wisunze uburyo amasaha menshi yo kwigisha ari mu ndwi imwe y'ishure, buri gitabu gishobora kwigishwa nk'indwi, ariko ni urutonde rukomeye cane.

Ibuka umugwi wifuzwa n'igitabu: Abakristo bari mu bihugu bikiri mu nzira y'iterambere bashaka kuba abajanabutumwa. Urugezo rwabo n'ubwoko bwabo bwo kwiga bisaba inyigisho zo kuvuga, kubw'ivyo izi nyandiko ni igikoresho gihagaze neza, si co gihagaze ari ciza conyene. Zirashobora kandi gukoreshwa mu vyigwa vya Bibiliya canke mw'Ijambo ry'Imana ryo ku w'Imana no mu ndwi z'umwiherero canke muma nama y'ijanabutumwa.

Reka ibi vyigwa vyongereze ugutahura kwawe ubutumwa bwa Bibiliya bwerekeye ijanabutumwa kw'isi. Reka kandi bitume urugendo rwawe rw'ubumenyi bwa mbere mu kugira uruhara rudasanzwe, ruba umugisha no kuroranirwa!

*Steef van 't Slot, Ede, Ubuholande, Ndamukiza 2014*

# Intangamarara

Uburyo bwiza bwo kwiga ubutumwa bwa Bibiliya bwerekeye ijanabutumwa kw'isi si ugusoma igitabu kibivugako (nk'iki) ariko ni ugusoma igitabu, kibivuga neza cane: gusoma Bibiliya n'*amaso y'umujanabutumwa*. Uku ni ko icagitanguriye canditswe kandi ni umushinge w'ibitabu bibiri bikurikira kw'Isezerano Risha.

Ivyigwa nyamukuru bimwe bimwe biri muri ibi bitabu bitatu. Ica *mbere* ni ubumwe buri hagati y'Isezerano rya Kera na Risha: vyompi ni Ijambo ry'Imana kandi bivuga Imana imwe. Vyompi biranganya akamaro: wokwita Isezerano rya Kera igitabu c'amashusho n'Isezerano Risha igitabu c'inyandiko, wanashaka. Bivuga inkuru imwe kandi biruzuzanya. Ntidukwiye kwibagira ko Yesu n'Intumwa bakoresheje Isezerano rya Kera nk'igitabu cabo c'inyandiko mu kwigisha; natwe rero ntidushobora kubitakaza.

Icigwa nyamukuru ca *kabiri* ni, ko Imana ari Imana y'isi yose, izina ryayo rikwiye kuvugwa kugeza ku mpera y'isi. Imigwi y'abantu bose mw'isi bakwiye kumenya ko ari yo Mana yonyene. Nta mugwi n'umwe w'abantu Itanezerererwa.

*Ikindi* ni, ko Imana, itigeze kandi itazokwigera yihanganira icaha mu bihe vy'Isezerano rya Kera, ntiyocihanganira kandi no mu bihe vy'Isezerano Risha. Ntiyahindutse. Yama Itanga inzira imwe gusa y'agakiza ku bucamanza kandi Iracabikora: muri iki gihe ni ukwizera Umwana wayo Yesu Kristo. Kubw'ivyo, Ubukristo burigenga: nta rindi dini aho imana imanuka ku bantu kugira ngo ibakize. Yesu Kristo wenyene ni we yabikoze.

Ica *nyuma* ni, nimba hariho inzira imwe gusa y'agakiza, hariho n'ingaruka iyo udahisemwo iyo nzira. Umuntu yaremwe nk'uwidegemvya; umubano w'umuntu n'Imana ushoboka gusa, mu gihe umuntu ahisemwo uwo mubano ku bushake. Yesu yavuze vyinshi ku vyerekeye gehinomu nk'ikintu giteye ubwoba. Ni we wenyene yari azi ivyo yariko aravuga, kandi yamara tudakunda kwumva ivyerekeye gehinomu muri iki gihe.

Ni co gihe co kwongera gufata nkama Imana, Yesu hamwe n'ibiri muri Bibiliya. Twabaye abidegemvya cane kandi twagumye twibaza ko inzira zose zishika I Roma, nk'uko Imvugo ibivuga. Reka tugaruke ku butumwa bwuzuye bwa Bibiliya hanyuma twumve twongere twumvire amajambo ya Yesu. Agira agaruke kandi igihe c'ubuntu kizoba giheze. Reka dukoreshe umwanya wacu, imbere yuko bwira.

## Uburyo bwo Gukoresha Iki Gitabu

Uko biri kwose, ku munyeshure asomye ibi bikoresho, ni ngirakamaro cane kubikora afise Bibiliya yuguruye: araba ivyanditswe vyose vyo kumufasha vyatanzwe musi y'igisomwa. Ivyo bizokwongereza cane ubumenyi bwawe bwa Bibiliya. Kuganira ku bibazo vyo kwiga ku mpera ya buri gice bizofasha gukomeza ugutahura kwawe no kugumana vyoroshe ibibazo bikuru bikuru.

Urutonde rw'ivyete vya Pawulo (mu gice ca III) si nk'uko ubibona muri Bibiliya. Nabitondetse uko bikurikirana, uko Pawulo yavyanditse. Ibi bituma vyoroha kubisoma ufatanije n'inkuru ya Luka mu gitabu c'Ivyakozwe n'intumwa. Ndagutera intege kurondera ugutahura imigenderanire iri hagati y'Ivyakozwe n'intumwa n'ivyete vya Pawulo.

# Igice ca I

## Ibijanye n'Ijanabutumwa mu Butumwa Bwiza

*Intangamarara*

Ubutumwa Bwiza ni ubuzima bw'abajanabutumwa b'ubwoko bwera cane kuko buvuga ku nkuru y'Umucunguzi Ubwiwe. Yesu Kristo, Umwana w'ikinege w'Imana, yabaye Umujanabutumwa wa Se. Nta mujanabutumwa n'umwe yigeze arengera inzitizi ndenga mico zikomeye kuruta iza Yesu: Yavuye mw'Ijuru aza kw'isi atagira icaha aza kubaho ubuzima bw'abanyavyaha. Nta ntumwa n'imwe y'umuntu yigeze itera intambwe nk'iyi!

Ni we karorero kacu gakomeye. Ni ukuri ni we karorero k'abizera bose, ariko birenze kuri bo ku buryo yatanze igikorwa mu mahanga, kugeza aho bose bamusengera imbere y'intebe yiwe y'icubahiro. *Ubwa mbere*, ni akarorero kacu mu mico yubaha Imana. Intumbero nyamukuru yiwe ni ukudukarisha ngo duse na we. *Ubwa kabiri*, araduhamagarira gukora ibikorwa vyiwe, mbere bikomeye kuruta ivyo yakoze we nyene. Mu Butumwa Bwiza turabona uburyo yateguye abagabo cumi na babiri kandi ko ubumenyi ari icitegererezo mw'ishure aturongoreramwo.

Abigishwa biwe barakoze amakosha – ni ihumure rikomeye kuri twebwe, dukora nk'ivyo. Twitahurira mu vyaha vyabo, kutumvikana, kwibesha mu vyigwa ndoramana, kutizera, kubura inkomezi – kandi tugirira ivyizigiro mu bushake, urukundo no kwihangana kwabo. Injirana nanje muri ibi vyigwa cumi bigufi hanyuma uhinduke nk'uko abigishwa bose b'ukuri babikora!

## *1. Matayo (1)*

Yesu Kristo ni Mesiya, Imana y'ukuri kandi n'Umuntu w'ukuri, *Umuntu nyamukuru* mu Butumwa Bwiza; mbere birenze aho, kurusha ahandi hantu hose mu Vyanditswe Vyera, kubw'ubuzima bwiwe no kubaho kwiwe muri twebwe kw'isi.

Mw'Isezerano rya Kera twarabonye ibikorwa kw'isi vyiyerekana atari cane; muri Risha turabona ukuri kugaragara hamwe n'Umujanabutumwa Akomeye Ubwiwe. Ni we nkingi kuri we hazungurutse kahise kose, umutima w'isi Azobonwa na bose kandi ata n'umwe Azomutoroka.[1]

Biravugwa ngo: 'Imana Ifise Umwana umwe gusa, kandi ngo Yamugize Umujanabutumwa'. Yesu ni we Yatumwe Akomeye cane mu bihe vyose, yatumwe na Se[2] gukiza abantu ivyaha.[3] Gutumwa ufise intumbero itomoye ni co kintu gikomeye cane mu Butumwa Bwiza bwose, ari bwo buzima bw'abajanabutumwa. Mu kuba umujanabutumwa, Yesu yari yavuye kure.[4]

Mw'Itanguriro twarabonye ko *abatumwe* bahavuye na bo baba *abatuma*. Iyi ngingo yarashizwe hejuru mu Butumwa Bwiza. Yesu amaze gushitsa igikorwa ciwe yaciye atuma abigishwa biwe kw'isi guheraheza ivyo yatanguje.[5] Amakuru yose y'igikorwa mu Butumwa Bwiza arakenewe kugira ngo turonke imbono nziza y'ijanabutumwa.

*Ijambo ry'imibabaro* riza cane riciye mu Butumwa Bwiza bwose, ubwa mbere riciye mu karorero ka Yesu, hanyuma riciye mu kuburirwa kwerekeye ihamwa abigishwa bozogiririrwa. Bimwe muri ibi nzobisigura neza mu gice ca II c'igitabu ca gatatu c'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya, (IIB).

Akamaro k'imibabaro mu buzima bwa Gikristo ni ngirakamaro cane ku buryo twovyitwararika cane, atari mu kibanza canyuma kuko vyagize uruhara rudasanzwe mu buzima bwa Kristo.

---

1 Flp. 2:10,11
2 Yoh. 20:21
3 Mat. 1:21
4 Flp. 2:5-11
5 Mat. 24:14; 28:18-20; Mark. 16:15-18; Luka 24:46-48; Yoh. 20:21; Ivyak. 1:8

Mw'Isezerano rya Kera imibabaro yatahurwa ko ari ingaruka z'icaha, kandi gutyo iciyumviro c'*imibabaro y'abagororotsi* nticari gikunze gutahurwa (akarorero: Yobu, Yosefu, Dawidi n'abandi).

Mw'Isezerano Risha, imibabaro ifise insiguro nshasha mu muco w'Ubwami. *Ubwa mbere*, Yesu atanguza 'ukubabazwa kw'abigishwa' nk'uko vyanditswe mu Butumwa Bwiza bwa gatatu.[6] Umwigishwa akwiye 'kwiyanka, yikorere umusaraba wiwe buri musi akankurikira', Kristo ni ko yavuze. We Ubwiwe yabwirizwa kwiga kwumvira biciye *mu vyo Yababarijwe*.[7] Ibi kandi biraba n'abigishwa biwe.[8]

Urugezo *rwa kabiri* turabona akarorero: mu buzima bwa Yesu na Pawulo, kandi bishobora kwitwa 'imibabaro y'intumwa',[9] bivugwa mu ncamake na Pawulo 'Ivyasigaye ku marushwa ya Kristo nanje ndabishitsa mu mubiri wanje'.[10]

Uwatumwe yishikiriza imibabaro ku kugomba kwiwe kugira ngo avuge Ubutumwa Bwiza aho butarumvikana.[11] Yesu yateguye abigishwa biwe mu rugezo rwompi, kandi ubuzima bwiwe burerekana ko kubw'*imibabaro myinshi* haza *ivyamwa vyinshi*. *Imibabaro mike* izotanga *ivyamwa bike*. *Iyo imibabaro yanswe burundu* nta *vyamwa biza na gatoya*. Igihe tubonye ivyamwa bike, bishobora kuba uko kubera ko abigishwa benshi bagerageza guhunga imibabaro mu kuguma mu kibanza cabo gitekanye.

Yohana umubatizi yavuga ubutumwa ko *Ubwami bwo mw'Ijuru* buri hafi.[12] Umushinge w'ubutumwa bwiwe wagereranywa n'umuhamagaro wo kwihana hanyuma ugakurikizwako ukubatizwa mu mazi. Yesu yatanguye kwagura ubutumwa bwiwe[13] kandi arabukuza kubw'inyigisho ziwe hamwe no kuvuga ubutumwa, ivyasumba kure ivya Yohana: mu gukiza kwiwe, gusenda abadayimoni, kuzura abapfuye hamwe n'ibindi bitangaza;

---

6 Luka 9:23; 14:33
7 Heb. 5:8 (indome zikitse)
8 Yoh. 15:18,20
9 Raba ak. 2 Kor. 6 & 11
10 Kol. 1:24
11 Nk'uko Pawulo yakoze, bivanye n'umutwaro wiwe, Rom. 15:20
12 Mat. 3:2
13 4:17

kandi kubw'ububasha bwiwe, bwari buruta ubw'Abafarisayo.

Yahishuye kandi ukuri kwo mu mpwemu kuri inyuma y'ibintu biboneka vyo mu gikorwa ciwe, kandi yashize ahabona umurwanizi nk'uwatanguje icaha, imibabaro hamwe n'amarushwa yo mu buryo bw'impwemu. Yohana yanditse mu nyuma ko Yesu yahishuwe ngo asangangure ibikorwa vy'umurwanizi.[14] Ubutumwa bw'Ubwami bisigura: Imana iganza mu buzima bw'abantu bayo, gushika aho Ishiraho Ubwami bwayo kw'isi, bubonekera umuntu wese.

Kubera ko yari azi ko igikorwa ciwe kw'isi kizoba gifise igihe ntarengwa hamwe n'imbibe z'akarere, Yesu yahamagaye abamukurikira, abategura kuba abarongozi hanyuma abatuma nk'abajanabutumwa. Iyi iracari inzira nyayo y'Ishengero yo kwagura Ubwami bw'Imana kw'isi.

Yesu yita abamukurikira *abigishwa,* ni ukuvuga: abarerwa, abanyeshure, abantu bariko barigishwa.[15] Inyigisho z'inyifato zari kandi ni agatabu nkenerwa cane ka Kristo kuri bo. Inyifato yubaha Imana ikurikira igikorwa (*ba umuntu* imbere yuko *ukora ikintu).* Ibi tubibona mu Butumwa bwo ku Musozi.[16] Ubutumwa bwabwo bushobora kuvugwa muri make uku: *'Ntukambare udufukamunwa. Ntukavuge ikintu hanyuma ngo witware ukundi. Shira mu ngiro ivyo wigisha, ube umwana w'Imana kandi unavyerekane. Korera mu mpwemu itandukanye.*

Abigishwa bigishijwe ubuzima bwo kwitanga n'ukwizera.[17] Gusa inyuma yo kwigishwa baciye bemererwa kuja ku yindi ngazi. Hamwe n'ihinduka ry'inyifato, baciye ku ngazi y'akarorero ko kwigisha. Yesu yaberetse uko yakora[18] imbere yuko *abatuma* ku gikorwa cabo ca mbere gito co kwigisha.[19]

Yifatanije n'abigishwa biwe mu buzima bw'isinagogi, arabigisha yongera arabatuma kwigisha Ubwami. Uburyo bwiwe bwari bujanye no *kwinjiza* Ishengero bikwiye, ishure ya Bibiliya n'ikigo co gutuma, nk'uko Johnstone yigeze kuvuga.[20]

---

[14] 1 Yoh. 3:8b
[15] Mat. 4:18-22
[16] Ibice vya 5-7
[17] 8:18-27; Zab. 107:23-30
[18] Ibice vya 8 & 9
[19] Igice ca 10
[20] P.J. Johnstone, *The Church is Bigger than you Think,* 1998:149-210

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Erekana ubumuntu bwa Kristo hamwe n'uruhara rwiwe nyamukuru mu Butumwa Bwiza.*
2. *Erekana igikorwa ca Yesu.*
3. *Erekana inzira ndende yari yazananyemwo, kugira ngo abe umujanabutumwa w'Imana.*
4. *Kubera iki imibabaro ifise uruhara rudasanzwe mu Butumwa Bwiza?*
5. *Erekana mu ncamake ingazi z'ibiri z'imibabaro, zerekanywe muri iki gice.*
6. *Ni irihe sano riri hagati y'imibabaro no kwama ivyamwa?*
7. *Sigura ubutumwa bw'Ubwami bw'Imana.*
8. *Ni izihe ngazi zibiri zo kwigishwa abigishwa baciyeko imbere yuko batumwa ku gikorwa cabo ca mbere gito co kwigisha?*
9. *Sigura uburyo butatu bw'igikorwa Yesu yakoresheje.*

## *2. Matayo (2)*

Matayo atanga akarorero ko kwigisha igihe gito.[21] Yesu yashizeho imbibe ku gikorwa c'intumwa hamwe n'ibintu nyamukuru. *Igikorwa* cari: kuvuga ubutumwa, gukiza no kubohora; *abashinzwe ibikorwa*: intumwa cumi na zibiri; *akarere karonderwa*: Isirayeli, atari I Samariya canke Abanyamahanga.[22] *Ubutumwa* bwavuga ko Ubwami buri hafi, bikagaragazwa n'*ibitangaza* vyo kubohora, gukiza no kuzura abapfuye.[23] *Uburyo* bwari ubwo igihe gito, ata myiteguro y'igihe kirekire ibayeho, ariko hamwe n'amategeko y'uburyo bwo guhangana n'ivyo bahura hamwe n'uburyo bwo gusuzuma intsinzi canke kunanirwa.[24] *Ingaruka zakurikiye* zarimwo guhamwa, cane cane mu gihe ca nyuma, igikorwa c'igihe kirekire;[25] ukuri nyakwo kwo guhorerwa;[26] guteranya imiryango[27] hamwe n'impembo.[28] Igihe cagenwe kiri hagati y'ico gihe' n'iherezo', *mu gihe* c'imibabaro *imbere* yuko Yesu agaruka.[29]

Iyo turavye iyi migani indwi[30] turabona ingingo zitanu z'Ubwami. Umugani *wa mbere* werekeye ukubiba n'ukwimbura; *uwa kabiri* werekeye ivyatsi bibi bibuza umwimbu; *uwa gatatu n'uwa kane* werekeye kwaguka, ivuga ivyerekeye akabuto ka sinapi n'umwambiro; *uwa gatanu n'uwa gatandatu* ivyerekeye gutanga ikimazi kubw'inyungu, ivuga ivyerekeye ubutunzi bunyegeje hamwe n'ibisayangana; kandi *ubwa nyuma* ivyerekeye kuja hanze no kwunguka: urusenga. Ingingo z'Ubwami zikoreshejwe hano ni ukubiba, gutera, kwinjira gucuruza no kuroba. Ijambo rimwe bose bahurizako, ni:

"Gukura"!

Matayo avuga ibintu bitandatu vyo gukura mu mpwemu: gutanga, gusenga, kwisonzesha, gutanga ikigiracumi, ikimazi no guhamwa.[31]

---

[21] Mat. 10
[22] 10:1-8
[23] Umurongo wa 7,8
[24] Umurongo wa 9-15
[25] Umurongo wa 16-25
[26] Umurongo wa 16-33
[27] Umurongo wa 34-39
[28] Umurongo wa 40-42
[29] Umurongo wa 22,23a (indome zikitse). Ukugaruka kwa Yesu *kwatanguriwe* (ntikwakurikiwe) n'uguhamwa, kwabonywe n'abigishwa biwe bari mu gikorwa cabo co kuvuga Ubutumwa Bwiza. Nta murongo muri Bibiliya werekana ko aba bigishwa bashobora kuba ari Abayuda gusa, canke ko ikibanza co gushikamwo kigarukira ku gihugu ca Isirayeli
[30] Igice ca 13
[31] 6:2,3; 6:5,60; 6:16,17 & 9:15; 23:23 & Luka 11:42; Mat. 10:37,38 &

Ibi vyose bifatanye n'ijambo *iyo*, atari *nimba*! Ibi bintu bitandatu si itegeko, ariko bifatwa nk'ibimenyetso vyerekana ukwigishwa nyakwo.[32] Hejuru y'ibi, Yesu yashizeko ingingo zirenze izo muri Tenaki: 'Mwarumvise … ariko jeho ndababwira'.[33] Muri ayo majambo nyene *harasabwa* umwimbu n'inyungu.[34]

Guhunga, gutabwa muri yompi hamwe n'iterabwoba ry'urupfu birashobora kuba, kandi canecane biri, mu buzima bw'abajanabutumwa.[35]

Ubuzima bw'abajanabutumwa burashobora gusaba vyinshi. Raba igikorwa kimwe kibandanya ca Yesu c'amasaha 24 cerekanwa *mu gice kimwe gusa*, harimwo kuboroga, umushuhira wa politike, inyigisho no kugaburira ibihumbi, ijoro ryo gusenga, kurokora umwigishwa yari arokeye mu mazi, guhagarika ingunza no guhura n'irindi shengero. Vyongeye, yaranigishije abigishwa biwe guheba itiro![36]

Ni ingingo y'Ubwami kurondera abazimiye, haba mu mukuku, canke abo hanze.[37]
Yesu yabwirizwa kweza ingoro kubera ko yari yagenewe kuba inzu yo gusengerwamwo [ku mahanga].[38] Ni nako bimeze no mw'Isezerano Risha: ingoro ya Mpwemu Yera ikwiye kuba iyera kugira ngo ikorere agakiza k'amahanga, haba mu muntu ku giti ciwe canke mw'Ishengero.[39]

Harabayeho uguhangana n'Abanyamahanga. Nubwo Yesu yavuze ko Atari yabatumweko ahubwo ko yatumwe ku ntama zazimiye za Isirayeli, turabona imibonano ikwiye n'Abanyamahanga yerekana umwitwarariko wiwe, akarorero: kumwe n'umutware w'abasirikare b'Abaroma hamwe n'ukwizera kwiwe gukomeye ku gukiza; hamwe n'abadayimoni ba Gadarene n'uburyo basenzwe; hamwe n'umugore w'Umunyakanani uwo umukobwa wiwe yakize.[40] Mu bundi Butumwa Bwiza turabona ubundi burorero.

---

Luka 14:33; Mat. 5:11 & 10:19,33 & 21:36 neza neza

32 13:44-46

33 5:21-48

34 25:14-30

35 Raba ak. 2:13-20; 10:17-25; 12:14; 21:46; 22:6

36 Igice ca 14

37 18:10-14 & 22:9,10 neza neza

38 21:12,13 & Yes. 56:7

39 1 Kor. 6:19,20 & 3:9,16,17 neza neza

40 Mat. 8:5-13; 8:28-34 & 15:21-28 neza neza

Turabona kandi ibintu bimwe bimwe bijanye n'igihe c'iherezo muri ubu Butumwa Bwiza, cane cane mu nsiguro zabwo ku bakozi.[41] Amajambo ngo 'itegure' yerekeza ku bikorwa vy'ukwizera, bitabayeho nta kimenyetso cerekana agakiza. Ibikorwa ntibishobora gukiza, ariko kandi kubibura bitera igihano.[42]
Yesu yoba yashatse kuvuga ko igice c'Igikorwa Gihambaye Twahawe kitazohera?[43]

Ibibazo bitabwa ku bajanabutumwa nka 'Kubera iki utaguma mu gihugu cawe? Hariho igikenewe hano. Hariho vyinshi vyo gukora mu karere. Kubera iki uja ahantu ubwirizwa kwiga ururimi?' – hamwe n'ibibazo bisa n'ivyo. Inyishu ni 'Gusa mu gisagara yavukiyemwo ni umuvugishwa atagira icubahiro'. Umuntu asa nk'aho afise ibibazo bike mu kwakira ukuri kuvuye ku muntu atazi kurusha ibivuye mu bantu bo mu gihugu ciwe.[44] Birahuriranye ko muri Mariko uku 'kunegura I muhira' gukurikirana ho na ho na Yesu atuma bamwe Cumi na babiri?[45]

Indunduro y'ibiri mu gikorwa muri Matayo ni Igikorwa Gihambaye Twahawe.[46] Hano, ububasha (Yesu), igikorwa (genda uhindure abantu kuba abigishwa), akarere (amahanga yose)[47], uburyo (kubatiza no kwigisha) hamwe no kuhaba (Ndi kumwe namwe) biri hamwe bigize igicapo gikwiye c'ivugabutumwa kw'isi.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Vuga ibintu nyamukuru vy'akarorero mu kwigisha kwa Yesu.*
2. *Ni izihe ngingo zitanu tubona mu migani indwi?*
3. *Ni inzira zitandatu izihe zo gukura mu buryo bw'impwemu?*
4. *Tanga iciyumviro cawe ku kibazo co guhunga iyo bibaye bibi.*
5. *Sigura iyindi nsiguro ishoboka yo kweza ingoro.*
6. *Kubera iki akenshi abajanabutumwa batumwa hanze y'ibihugu vyabo?*

---

41 24:42–25:46
42 Yak. 2:14-16
43 Mat. 10:23
44 13:54-57
45 Mark.6:1-13
46 Mat. 28:18-20
47 Bitahurwa ahubwo nk'amoko y'abantu'

### *3. Matayo (3)*

Birahimbaye kuraba ingaruka z'igikorwa c'umugani wa Yesu ku vyerekeye nyene umuzabibu.[48] Hariho ibintu bine bisaba ko tuvyitondera: ukwihutirwa kw'akazi, igihe gito c'umwanya gisigaye, ivyitwazo vy'abakozi bashobora gutanga batitangiriye itama impembo y'abitabiriye inyigisho bose. Ubwa nyuma dushobora kwibaza uburyo twofasha uyu Muntu Atanga akazi yihebuye?

*Ubwa mbere* hariho ukwihangana kwa nyene umuzabibu, aja kw'isoko incuro zitanu kugira ngo umusi umwe azohe akazi umuntu. Gusa arazi akazi kariho gakwiye gukorwa ingene kangana hamwe n'ukuntu umwanya ari muto. Ategerezwa kuba yarihebuye rwose, kureka kugenzura akazi mu murima wiwe incuro zitanu kugira ngo ahimirize yongere ahe akazi abakozi bashasha. Birashoboka ko yavuye ku kazi abisavye abakozi biwe yari asanganywe yihuse 'ngo basengere abakozi benshi'![49]

*Hanyuma* hariho icerekezo c'igihe c'umusi. Ibi birashobora gusigurwa mu buryo *butatu*. Uwo musi wose urashobora kubonwa nk'*igihe c'Ishengero*, aho igikorwa c'isi yose c'ivugabutumwa n'ijanabutumwa cigaragariza. Rero birashobora gusigurwa nk'igihe c'*Ishengero ry'igihugu cose* kuva ryashingwa n'ingaruka ryagize ku gihugu caryo. Hanyuma, rirashobora kugaragara nk'ikibazo *c'umuntu* ku giti ciwe: bamwe bahisemwo gukorera nyene umuzabibu hakiri kare mu buzima, abandi babikoze mu nyuma abandi babikoze gusa nk'iciyumviro.

*Ubwa gatatu,* biratangaje kubona uwutanga akazi atagira ico avuga ku rudandazwa rwatanguye ku bantu bose bahawe akazi ubwa mbere, ariko abo yahaye akazi isaha ya 11 (05:00 p.m) arababaza ati: 'Kubera iki wahagaze umusi wose, ataco uriko urakora?' Urwitwazo rucumbagira ni 'kuko ata muntu yaduhaye akazi'. Ikimuga mu vy'ukuri: ukuri n'uko batigeze bahaba ubwa mbere, ntibigeze bibonekeza – atari uko naho bobaye nabo vy'ukuri barahawe akazi ubwa mbere.

---

[48] Mat. 20:1-16

[49] 9:37,38

*Ica nyuma* ni impembo: umuntu wese aronse iyingana n'iyo uwundi, nimba yakoze umusi wose canke isaha ya nyuma gusa. Imikorere yo guhemba kwa nyene yo ni iy'Imana gutyo bigatuma itahurwa cane, cane cane ku bikorwa n'impembo bishingiye ku vyiyumviro vyo mu burengero.

Birumvikana ko afise uburenganzira bwo kuba umugwaneza; ni kamere yiwe! Ubu rero, reka turabe ubutumwa bwa Yesu kw'Ishengero ry'iki gihe n'abigishwa baryo.

*Ubwa mbere* turabona ukwihuta gukomeye cane mu gukangurira no gutanga akazi mu mpera z'umusi kuruta mu ntango. Kw'isaha ya 11 ya kahise k'Ishengero abantu bariko barahamagarirwa mu kazi batigeze bakora ubwa mbere kuko batibonekeje, uko impamvu zoba zari ziri kwose. Uku ni ukuri ku mashengero menshi yo mu bihugu bikiri mu nzira y'iterambere: bashobora kuba barakoze inyuma y'inzu yabo – ico ivyo bishobora kugereranywa cose – ariko ahanini bananiwe no kwifatanya na nyene umuzabibu *mu kazi kiwe k'ijanabutumwa ndenga mico*.

*Hanyuma* tumenye ko kw'isaha ya nyuma ya kahise k'Ishengero bigaragara ko ibice 25-40% vy'umuzabibu bigikenewe gukorwa.[50] Nyene umuzabibu yiyemeje guha akazi abatigeze bagira uruhara muri ako kazi. Mu myaka mike iheze Yatanguje gukangurira bidasanzwe no guha akazi amashengero n'abakozi bo muri Amerika y'epfo, Afrika na Aziya kugira ngo baheraheze akazi k'ijanabutumwa ndenga mico.

*Ubwa gatatu,* turabona uburyo Ashimangira akamaro gakomeye k'ijanabutumwa ndenga mico ku migwi y'abantu basigaye batarashikirwa bo kuri iyi si, igihe Ahamagaye abataragira uruhara 'bahagaze aho, ataco bariko barakora'. Ayo majambo akomeye akwiye kuduhatira kwiyumvira cane no gusuzuma ubuzima bwacu, intumbero, imigambi hamwe n'ibidukwega dukurikije umuco wiwe. Ni kangahe amashengero yacu hamwe natwe ubwacu twabaye mu muco wo kwihutira ijanabutumwa kw'isi? Ivyitwazo vyacu bicumbagira ukungana gute?

Inkuru *nziza* iri mu *gice ca nyuma:* hari impembo yuzuye yo kwimburwa na bose, mbere n'abanyuma – yaba Amashengero canke abajanabutumwa ku giti

[50] Nk'uko amakuru menshi agezweho y'ijanabutumwa avyerekana

cabo – mu kugira uruhara mw'ijanabutumwa kw'isi muri iki gihe, mw'isaha ya nyuma ya kahise. Abanyafrika bazokwimbura ibingana n'ivyo Abanyamerika n'Abanyaziya hamwe n'Abanyaburaya. Inkuru *mbi* nuko, isaha 05:30 z'umugoroba nta guhabwa akazi bizoba bikiriho. Ijoro rizoza aho ata n'umwe azoshobora gukora.[51] Abalatini, Abanyafrika n'Abanyaziya baratumiwe kwinjiramwo ubu, kugira ngo ntibabure impembo yabo!

Ikibazo ca nyuma ni iki: ni gute *dushobora* gufasha nyene umuzabibu? Nizera ko ari mu gukora ibintu bine: *ica mbere,* kwihutira kuboneka kubw'ijanabutumwa kw'isi mu buryo ubwo ari bwo bwose, tugasiga inyuma 'kubura ico dukora'; *ica kabiri,* gusenga nk'uko vyategekanijwe;[52] *ica gatatu,* kugerageza ukwizera mu bo twokwita nk'abantu badashoboka cane' hanyuma *ica nyuma,* gukangurira amashengero yabo no guha akazi abajanabutumwa babo kugira ngo baheraheze igikorwa c'ijanabutumwa kw'isi mu migwi y'abantu basigaye batarashikirwa.

Ubwo si igikorwa gihambaye cane ca Mpwemu Yera ko igiharuro c'abajanabutumwa batari abo mu burengerazuba carenze ico abagenzi babo bo mu burengerazuba? Nk'akarorero Koreya y'Epfo, nko mu 1900, nta shengero ry'Abaporoti yari ifise, mu gihe mu 1990 vyari ibice 30% vy'Abakristo bafise amashengero 7,000 muri Seoul honyene[53]. Vyasunikiye Ubwongereza ku kibanza cabwo ca kabiri nk'igihugu gituma abajanabutumwa kw'isi, gifise abajanabutumwa barenga 21,000 bari mu bikorwa[54]. Ni vyo, benshi muri bo bashobora kudakora igikorwa ndenga mico, ariko iki gihugu carerekanye uburyo *igihugu gisenga* kizotegerezwa kuba vyanse bikunze *igihugu gituma*.

Abakristo bo mu 'bihugu vyatumye kera' barashobora gufasha batoyi babo bo mu 'bihugu bishasha biriko biratuma'. Reka tuzunguruke 'ibibanza vy'isoko' vy'Ishengero riri mu bihugu bikiri mu nzira y'iterambere kubw'abakozi benshi. Reka tubakangurire kandi tubatere inyota, tubigishe kandi tubatere intege, tubabwire kenshi ko tubizera kandi, ikindi ni igiki: ko Abizera. Rero turashobora kurindira uwo Musi w'Impembo, aho twese tuzoronka idenariyo ryacu – ubu tutidodomba canke tutagira ishari!

---

51 Yoh. 9:4

52 Mat. 9:37,38

53 Stearns, 1991:16

54 Mandryk, *Operation World*, 2010:510

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ibihe bintu bine ngenderwako bigize uyu mugani?*
2. *Ni mu buhe buryo butatu umwanditsi asigura 'umusi'?*
3. *Kubera iki abantu bari bahagaze mu kibanza c'isoko kw'isaha ya 11 batahawe akazi ubwa mbere?*
4. *Ni ibice bingahe vy'umuzabibu' bigikenewe gukorerwa kw'isaha ya 11?*
5. *Iki gice ca nyuma c'akazi kigereranywa n'iki, mu mvugo njanabutumwa?*
6. *Ni gute wosigura 'inkuru nziza' n'inkuru mbi' y'uyu mugani?*
7. *Ni mu buhe buryo bune dushobora gufasha uwutanga akazi?*

## *4. Mariko (1)*

Hariho 'ikintu kirwanya ijanabutumwa' kidasanzwe muri Mariko – nubwo atari muri ubu Butumwa Bwiza gusa, bwitirirwa icifuzo ca Yesu co 'kutagira uwo babibwira'.[55] Icifuzo ciwe co gukuraho igikorwa co gukwegwa n'abantu benshi babi[56] nticari ico kubuza umuntu guhimbaza Imana. Icifuzo ciwe co kutagira uwo babwira cari gifise ishingiro.

Ugusenga kwaherekeje uburyo Yesu yahisemwo igikorwa ciwe.[57] *Uku* gusenga kwashizwe hagati mu nzira aho yahamagariye abigishwa biwe. Tuzi neza ukuntu Yesu yarongorwa na Mpwemu Yera hamwe n'ukuntu ubusabane bwiwe na Data bwari bukomeye, turashobora kwemeza neza ko ata makosha yakoze, ndetse no mu guhitamwo Yuda Isikariyota, uwahavuye amuhemukira. Iki gikorwa kirahakana civuye inyuma inyigisho zo gutoranywa ubwa mbere *mu gucirirwa urubanza*. Yuda yaronse akaryo k'ubuntu k'imyaka itatu, aho yari gushobora kwihana ivyaha vyiwe – ariko ntiyigeze yihana.

Imbere gato turabona imigani itatu, agereranya Ubwami bw'Imana no kubiba n'imbuto, bivuze ko Yesu yavuga ivyerekeye umwimbu no gukura.[58] Mu nyuma twigira ku giti c'umusukoni[59] ko kutama ivyamwa bisigura umuvumo kuko binyuranye na kamere k'Ubwami.

Bisa nk'aho birenze igihe Yesu avuze ko Yaje gukiza abanyavyaha, atari abagororotsi,[60] ariko ni kangahe 'ugukura kw'Ishengero' kwerekana ko ari 'ukwiba intama' aho gukiza imishaha misha kw'isi? Ugukura k'ukwimura *si* ugukura kw'ugukizwa!
Igihe tubona ko Yesu yahisemwo bamwe mu bigishwa biwe kuba intumwa – abatumwe, canke abajanabutumwa – Yatoye *abo yashaka*.[61] Kuba umujana-butumwa rero ni umugambi w'Imana si uwacu – si icitwazo co kuguma uri ikinebwe.[62]

---

55 Raba ak. 1:44; 5:43; 7:36; 8:26,30 na 9:9
56 8:11,12; Mat. 12:38,39
57 Mark.1:35-39
58 Igice ca 4
59 11:12-14,20,21
60 2:17
61 3:13
62 Ak. nko muri Mat. 25:24-30, aho umukozi w'ikinebwe yanyegeje italanto mu kuzimu

Mariko yakoresheje imirongo mike cane ubwa mbere mu kwigisha kw'igihe gito kw'intumwa.[63] Matayo arerekana neza iki cigwa.[64]

Inyuma yo kwigisha, igihe gito canke igihe kirekire, habwirizwa kubaho akaryo ko guhanahana ivyiyumviro no kuruhuka.[65] Mu gutera intege abatumye *n'*abatumwe, inkuru z'abo banyuma zikwiye kwumvikana.

Ijanabutumwa si akazi k'amasaha yo mu biro. Rimwe na rimwe bisaba ikibanza ca mbere kuruta ubuzima bwite,[66] nk'uko nabisiguye kare.[67]

Turabona umunzane mu gikorwa ca Yesu: Yavuga ubutumwa mu mitumba, mu bisagara no hagati mu gihugu.[68] Yitwararika kumwe kwigisha mu bisagara *no* mu mitumba.

Turashobora kwibaza impamvu abajanabutumwa batanze ibintu kubw'umwami n'Ubutumwa Bwiza kenshi baboneka nk'abakene. Ariko kandi, Umwami yasezeranye impembo, atari mu gihe kizoza gusa (ubuzima budashira), ariko *no muri iki gihe*, mbere *nk'incuro ijana*.[69] Twoba twubaha Umwami mu nyifato y'ubukene? Canke ntitwigeze na bukebuke tumuhebera na bikeyi?

Inyifato y'ubukozi ni igipimo co kuba umukuru mu Bwami.[70] Nubwo bimeze uko, kenshi biragoye ku barongozi babwo kuraba impembo itaboneka muri kazoza kandi bamwe bagwa mu mutego wo gukurikirana ubukuru bwo mw'isi igaragara.[71]

Yesu yavuze ko ingoro yagenewe kuba inzu yo gusengerwamwo n'amahanga yose.[72] Amashengero yacu yoba ari amazu yo gusengerwamwo n'amahanga yose? Hoho yoba ari amazu yo gusengerwamwo?

---

63 Mark.6:6b-13

64 Raba ivyo nanditse ubwa mbere, Matayo #2

65 Mark.6:30-32

66 6:33,34

67 Van 't Slot, *Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva*, 1999/2005/2012:63,64

68 Mark.6:56

69 10:28-30

70 10:42-45

71 10:35-41

72 11:17; Yes. 56:7

Yesu yabwiye Abayuda kuriha amatagisi ya Kayisari kuko ishusho y'uwu mutegetsi iri ku kingorongoro.[73] Mu kubabwira guha Imana icayo yashaka kuvuga ko dukwiye kwitanga ubwacu kuri Yo, kuko Yadusizeko ikidodo c'ishusho yayo.[74] Ntituri abacu, kandi nta nuko twemerewe guhitamwo ico dukoresha ubuzima bwacu. Tubwirizwa kugendera mu migambi Yayo.[75]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura 'ikintu kirwanya ijanabutumwa'. Woshobora kwiyumvira iyindi mpamvu Yesu ashobora kuba yari afise, itavuzwe mu gisomwa?*
2. *Sigura impamvu guhitamwo Yuda Isikariyota bivuguruza inyigisho zigisha gutoranywa ubwa mbere mu gucirirwa urubanza.*
3. *Kubera iki kutama ivyamwa bizana umuvumo?*
4. *Sigura ijambo 'kwiba intama' nk'uburyo bw'ugukura kw'Ishengero.*
5. *Tanga impamvu zine zerekana ko hakenewe guhanahana ivyiyumviro vyiza vy'abajanabutumwa.*
6. *Bisigura iki 'guha Imana icayo?*

73 Mark.12:13-17
74 Ita. 1:26,28; 5:1b
75 Efs. 2:10

## *5. Mariko (2)*

Yesu aha amakuru y'ukuri abamubaza bafise intumbero.[76] Uko tumwegera cane, ni ko turushiriza gutahura imigambi yiwe aduha. Yesu yubahiriza ababaza 'ryari' na 'gute'. Mu mubiri w'abigishwa cumi na babiri, hari harimwo umuzunguruko w'imbere wa batatu: Petero, Yakobo na Yohana. Mu bihe nk'ibi Andereya yari kumwe nabo.

Inyifato y'abakozi ba Kristo ikwiye kuba imwe yo kuba maso no kwama bagavye;[77] ntibitangaje iyo tubonye ko bamwe bakunda gusinzira.[78]

Mbere n'ibikorwa bidasanzwe vy'urukundo vyerekeza ku Mwami bitanga intererano yemewe mw'ivugabutumwa kw'isi: ibaze uburyo Mariya yamusize amavuta;[79] uburyo Yosefu w'i Arimataya yamuhamvye mu mva yiwe[80] n'uburyo abagore bazanye ibimota neza gusiga umubiri Wiwe inyuma yo guhambwa.[81] Inkuru zabo zivugwa ahantu hose Ubutumwa Bwiza buvuzwe.

Ibikorwa bimwe bikwiye gufita ibanga ryavyo kubw'impamvu kanaka. Nk'akarorero, uwahemutse ntiyari akwiye kumenya ahaza kubera ivyo Gusangira ivya Pasika,[82] kugira ngo abuze ko hashobora kubaho imivurungano hakiri kare.

Yesu yizera amakuru afadika kandi yuzuye akwiye guhishurwa mu gihe gikwiye kandi mu buryo bw'ubwenge.[83] Muri ubu buryo, Yatangaje uguhemukirwa na Yuda kwiwe kuri hafi cane. Abantu ataco bitwararitse bashobora kubura ibi vyoroshe.

Biremewe ko abajanabutumwa bababara cane, bagira ibibazo vyinshi kandi bakarengerwa n'umubabaro kugeza ku gupfa kubw'ibikorwa vyabo[84] – bafise

---

76 Mark.13:3
77 13:5,9,23,33,35,37
78 13:36; Mat. 25:5
79 Mark.14:9
80 15:43-46
81 16:1
82 14:13-16
83 14:18-21
84 14:33,34

icifuzo ko iyo mibabaro yohera – igihe cose bahevye ubugombe bwabo hagakora ubw'Imana, nk'uko Yesu yabikoze I Getsemane.[85]

Edwards yarerekanye ashimitse iki kintu co kwiyemeza.[86] Yerekana ko buri mukristo yiyemeje azoteba agahangana na Getsemane yiwe.

Mu kubazwa kwiwe, Yesu ntiyigeze yishura ivyo bamwagiriza ku vyo yavuze canke yakoze, ahubwo gusa yavuze uwo ari We.[87] Birashoboka ko abajanabutumwa bakwiye gukora nk'uko mu gihe bisanze mu bihe bisa nk'ibi.

Inyuma y'ukuzuka, abagore bari bafise igikorwa bakwiye gushitsa *ku bigishwa*, imbere yuko aba bashitsa ivyabo *kw'isi*. Abagore baragize ubwoba cane muri ico gikorwa co gusubira guhimiriza.[88]

Ibintu vyo guhamwa na vyo kandi biri muri ubu Butumwa Bwiza. Mariko yahuye na vyo, mu kuvuga Ubutumwa Bwiza no kwagura Ubwami, guhamwa bitangurira icubahiro.[89] Mu rugendo rwiwe rwa mbere rw'ijanabutumwa yari yarasize Pawulo na Barunaba imbere y'igihe, kumbure yatinya ko uguhamwa gushobora – kandi koko kwarabaye – kuba muri Aziya Ntoya.[90] Kubw'amahirwe, yahavuye asubira mu gikorwa hanyuma asubiza hamwe na Pawulo.[91]

Mu vy'ukuri, abatumwe bariko barahamwa kubw'ubutumwa Bwiza.[92] Ibi vyari ukuri mu bihe vya Isirayeli igihe Yesu n'abavugishwa ba mbere bahamwa nk'uko bimeze ubu ku bavuga Ubutumwa Bwiza ba kure na hafi.

Guhamwa gukomeye ku bashingira intahe Kristo mu bihe vy'iherezo[93] bigenda bisa n'*ibimenyetso* vyinshi *bijanye n'igihe c'iherezo*.[94] Ibintu bidasanzwe vya kamere *birakurikira, ntibitangurira* umubabaro utagereranywa wo muri iyo

---

85 14:35,36,39
86 Gene Edwards, *Exquisite Agony,* 1994
87 Mark.14:60-62
88 16:7,8
89 10:37-40
90 Ivyak. 13:13; 15:36-40
91 Kol. 4:10
92 Mark.12:1-8
93 13:9,10
94 13:5-25

misi.[95] Gusa *ico gihe* (ni ukuvuga *inyuma y'iyo mibabaro*) bose bazotorwa bava mw'ijuru no mw'isi bakoranirizwe hamwe n'abamalayika.[96]

Bamwe mu bajanabutumwa, nka Petero, barasuzuguye ubushake bwabo hamwe n'ubushobozi bwo guca mu mibabaro[97] ariko igihe bibaye, bagaragaza ko badashoboye kuriha n'igiciro na gitoya, nko guheba agatiro.[98]

Ingeso zimwe z'abajanabutumwa si izo kwifuzwa. *Ubwa mbere*, ibihe bijanye n'igikorwa, vyanswe n'abigishwa, bishobora gukomantaza imitima yabo kugira ngo, co kimwe na cumi na babiri, ntibabe bakimenya Kristo nk'inyishu y'ibibazo vyabo biteye ubwoba mu gihe c'ijoro ryo ku kiyaga' ryabo.'[99]

*Ubwa kabiri*, amafaranga arashobora gusamaza abajanabutumwa no kubangamira igikorwa – nk'uko vyabaye kuri Yuda.[100]

*Hanyuma*, igihe igikorwa c'Imana co guhindura Isirayeli akarorero ku mahanga cahebwa n'abaherezi bemewe, indyadya n'Abafarisayo, igikorwa *cabo* cahindukiriye Imana, kandi kubw'ivyo ntibigeze babona amakosha yabo.

*Ubwa kane*, abajanabutumwa bamwe barwana urugamba rwo mu gihe kitari co hamwe n'ibigwanisho bitari vyo kandi vyongeye bagakora barwanya Imana aho kuyikorera, nk'uko Petero yabikoze n'inkota yiwe.[101]

*Ubwa nyuma*, rimwe na rimwe duhemukira Yesu kuko tumukurikirira kure, nk'uko Petero yakoze,[102] aho kwegera hafi.[103]

Kutizera aba bajanabutumwa, n'inyuma yaho azukiye, vyari bitangaje.[104] Turiko turakora neza?

---

[95] 13:19
[96] 13:27,28
[97] 14:29,31
[98] 14:32-41
[99] 6:45-52
[100] 14:10,11
[101] 14:47
[102] 14:54
[103] Ivyah. 14:4b
[104] Mark 16:11,12,14

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni vyiza kubaza Yesu ibibazo bifise intumbero? Kubera iki ego, canke kubera iki oya?*
2. *Kubera iki ibikorwa bimwe bikwiye kuba mw'ibanga? Tanga uburorero bufatiye kuri Bibiliya.*
3. *Kubera iki Abakristo biyemeje bazoteba bagahangana na 'Getsemane yabo'?*
4. *Kubera iki Mariko atahejeje urugendo rwiwe rwa mbere rw'ijanabutumwa?*
5. *Ni ryari abatoranijwe bose bo mw'ijuru no mw'isi bazokoranywa n'abamalayika? Tanga aho dusanga ivyanditswe vyera.*
6. *Vuga uburorero bumwe bw'ingeso z'abajanabutumwa zitari izo kwifuzwa.*

## *6. Luka(1)*

Ikintu ngirakamaro mu Butumwa Bwiza bwa Luka ni uguhangana kwa Yesu n'Abanyamahanga: abantu bavuye muri Tiro n'i Sidoni,[105] intwazangabo y'Abaroma yizera[106] hamwe n'Umugadareni yarimwo abadayimoni yirukanye aca amurungika mu gisagara ciwe kuvuga ivyo Yari Yamukoreye.[107] Amaze kwankirwa na bamwe mu Basamariya[108] Yesu yaciye avuga ko ata burenganzira dufise bwo kwihora 'abenegihugu b'intagondwa' banse gufatanya na twe. Kamere y'ubutumwa bwa Yesu ni agakiza, si uguhonya. Nticamye kandi si igihe c'Imana co kwihora, iryungane Yesu yasize igihe Yasubiramwo Yesaya.[109] Ubu ni igihe c'ubuntu. Yarakijije n'uwundi Musamariya yahuye na we.[110]

Dutandukanya ingingo zo kurungika muri Luka. Bitangurana no gusenga. Yesu yarasenze imbere yuko ahitamwo abigishwa biwe[111] kandi n'imbere yuko afata ingingo y'uburyo akwiye gukurikiza mu kwigisha.[112]

Mu nyuma tugira amahirwe yo kubona ibintu bidasanzwe mu mugwi washigikira Yesu.[113] Uwo murwi birakenewe ko umujanabutumwa wese awufita, kandi akenshi ugizwe n'abahezagiwe n'igikorwa ciwe.

Muri Matayo twabonye ukwigisha kwa mbere kw'igihe gito kw'intumwa; Luka araduha amakuru magufi yavyo.[114]

Yesu afise uburyo bushimishije bwo kugerageza intumbero z'abajanabutumwa bashasha.[115] Hariho imice itatu. *Ubwa mbere* Avuga ngo 'imbwebwe ziri n'imyobo…' mu yandi majambo: uriteguye kuva mu kibanza cawe gitekanye? Kunkurikira no kunkorera bizogusaba igiciro!

---

105 Luka 6:17
106 7:1-10
107 8:26-39
108 9:51-56
109 4:18,19; Yes. 61:2b
110 Luka 17:11-19
111 4:42a, witegurira 5:1-11
112 4:42a, witegurira 4:43,44; raba kandi 5:16 & 6:12-16
113 8:2,3
114 9:1-9
115 9:57-62

*Ubwa kabiri* Avuga ngo 'reka abapfuye bahambe abapfuye babo' ari ivyo kugutera intege zo kugorora ivyo washize imbere (Umuryango? Ubwami?) imbere yuko winjira mu gikorwa. *Ubwa gatatu* Avuga ku 'kuraba inyuma': wumva witeguye gusiga inyuma ubuzima bwawe bwa kera?

Muri Luka – bitandukanye no muri Matayo – turabona ukwigisha kwa kabiri kw'igihe gito. Ubu rero abantu 72 bari batumwe.[116] Yesu yinjije mu ntumwa ziwe ko hakenewe abakozi benshi. Inyuma y'ukwigisha kwabo kwa mbere[117] baciye batahura akazi gasigaye gukorwa ingene kangana. Inyishu ya Yesu ni: ugutuma abakozi benshi ni ukubwira abigishwa biwe gusengera vyinshi bisigaye.[118] Turabona kandi ingingo idatunganijwe y'ukwigisha kw'igihe gito: 'ntimugire ico mujana kandi ntimuramukanye'.[119]

Umuntu w'amahoro ni we akunda cane kwakira Umwami w'Amahoro n'intumwa ziwe.[120] Umujanabutumwa arabona kandi agahezagira uwu muntu kandi amaze kwakira Ubutumwa Bwiza aca ahinduka uwo kwisunga muri ako gace. Nimba ata muntu n'umwe ashobora kuboneka, umuvumo – uba uri kuri ako gace kubwo kwanka Umwami – ubwirizwa kwemezwa n'abakozi mu gukunkumura umukungugu wo mu birenge vyabo.[121]

Ubumenyi burongorera ku nshingano.[122] Nimba Ubutumwa Bwiza bwanswe, haba ingaruka zikomeye cane kuruta Abanyamahanga b'i Sodomu, Tiro na Sidoni batigeze bumva. Muri aya majambo Yesu yaravuze kandi ko Salomo n'Umwamikazi w'I Sheba, na Yona bavuze ubutumwa I Ninewe.[123]
Igice kivuga ko Satani yakorowe ava mw'ijuru[124] kitwibutsa Yosuwa, ariko arabwira abategetsi biwe gushira ibirenge vyabo ku mazosi y'abami batanu baneshejwe.[125]

---

116 10:1-18 bashobora kuba bari 70, wongeyeko urutonde rwa mbere rw'imigwi y'abantu mw'Ita. 10

117 Luka 9:1-6

118 10:1,2

119 10:4-11; twari kuvuga tuti: 'ibagire ahantu hanyu hatekanye' kandi 'ntimutebe, ntimusamazwe'

120 10:6,16; Yes. 6:9

121 Luka 10:10-15

122 10:13-15

123 11:29-32

124 10:18

125 Yos. 10:24

Yesu yerekeza intsinzi yiwe I Karuvari, aho azoshira ku mugaragaro kandi yongere atsindireho abansi biwe.[126] Hamwe n'ibi, yerekana icerekezo c'intambara yo mu buryo bw'impwemu mw'ijanabutumwa.

Ic'akamaro ni ubunyankamugayo bw'abajanabutumwa, bitandukanye n'uburyarya Yesu arwanya mu Bafarisayo n'abahinga mu vy'amategeko. Inyifato za Gikristo ntizishobora gushimangirwa cane. Igihe Yesu avuze ku vyerekeye itara ry'umubiri, Yerekana ko umuco w'Ubutumwa Bwiza ushobora gusa kumurika uciye muri twebwe, iyo dusutse umwiza mu mubiri wacu, ni ukuvuga umutima wacu n'ivyiyumviro.[127] Amaso yacu abwirizwa kuraba mu cerekezo ciza kugira ngo ibirenge vyacu bigendere mu nzira nziza.[128] Hatariho uwo muco icabona cose c'Ubutumwa Bwiza ntaco kimaze. Kwemerera umwiza mu buzima bwawe *mw'ibanga* uzogabanya umuco *ku mugaragaro*.

Mu nyuma Avuga ngo 'woza inyuma gusa y'igikombe'.[129] Agereranya ibisize inyuma hamwe na bibi imbere. Yesu avuga ingendo yo guha umukene nk'umuti w'ubukunzi bw'inda. Izi ni ingingo zishika kure, zidashobora kuganirwako hamwe n'impamvu zifadika zo kumenya nimba abizera bazoba abigishwa b'ukuri canke batazobaba. Igice gisigaye[130] cerekana ko uwizera adafise ubunyankamugayo ari indyarya kandi ataho ataniye n'Umufarisayo. Indyarya zambara agafukamunwa kuko zifise ibintu vyo kunyegeza. Abantu b'inyankamugayo ntaco bafise co kunyegeza: barashobora kwerekana hompi inyuma n'imbere ata kumaramara. Nta kamaro k'uburyarya: ibintu vyose bizoshirwa ahabona kandi mu mpera bizomenyekana.[131]

---

[126] Kol. 2:15
[127] Luka 11:33-36
[128] Imig. 4:23-27
[129] Luka 11:37-41
[130] 11:42-54
[131] 12:1-3

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Tanga uburorero bwo guhangana Yesu yagiranye n'Abanyamahanga n'uburyo yabahezagiye.*
2. *Ni iyihe migwi itatu y'abajanabutumwa b'ejo, muri yo Yesu agerageza intumbero zabo?*
3. *Sigura imikorere y'umuntu w'amahoro' mu karere ako ari ko kose gashasha aho Ubutumwa Bwiza buriko buravugwa.*
4. *Sigura impamvu 'itara ry'imibiri yacu' rikwiye kuba ribona nimba dushaka kuba abashingira intahe Ubutumwa Bwiza.*
5. *Ni uwuhe muti Yesu atanga igihe turiko turwana n'ubukunzi bw'inda?*
6. *Sigura ico uburyarya busigura n'impamvu bwonona.*

## *7. Luka(2)*

Hariho ibindi vyigwa vyinshi bimwe muri ubu Butumwa Bwiza bikwiye kwiyumvirwako mu ruhande rw'ijanabutumwa. Igihe abantu badashaka kwumva intumwa z'Imana, ntibazonayumva igihe Ivugana na bo ibatumbereye;[132] canke ngo ibitangaza binabahindure.[133] Abajanabutumwa barashobora gucika intege igihe abantu banse Ubutumwa Bwiza, ariko barakwiye kumenya ko mu vy'ukuri ababateze amatwi banse Yesu Yabatumye. Ukwizera gushingiye ku guhitamwo kw'inyifato runtu, si ku bintu bidasanzwe, nubwo ibi *bishobora* kuba bimwe mu vyo kumenyesha Ubutumwa Bwiza.[134]

Karangamuntu yacu nshasha yo mu buryo bw'impwemu – amazina yacu yanditswe mw'ijuru[135] – ni ngirakamaro cane kuruta igikorwa cacu dukorera Umwami (abadayimoni baratwumvira). Turabona ikintu gisa na co mu nkuru ya Marita na Mariya:[136] umubano wacu n'Umwami ufise akamaro gakomeye kuruta igikorwa cacu tumukorera.

Inkuru y'Umusamariya w'imbabazi[137] irerekana uburyo abatumwe babiri, umuherezi n'umulewi, bananiwe mu muhamagaro wabo hamwe n'ukuntu Umunyamahanga – Umusamariya atari ndetse n'umukozi – yagiriye impuhwe umuntu yari yakomeretse bikomeye. Mu gikorwa c'Ubwami turakwiye *kutamenya* kuvuga ngo 'iki si igikorwa canje', canke ngo 'mfise ibintu vyinshi vy'akamaro vyo gukora', canke mbere ngo 'sinzokwihumanya'.

Yesu avuga ko igihe twebwe nk'abajanabutumwa n'abakozi bashinzwe gutabara twinjiye mu turere twatewe n'ibiza, ntidukwiye kwibaza ko abantu baho ari abanyavyaha babi kurusha abo mu bihugu vy'iwacu.[138] Ibiza bitera Ibihugu bikiri mu nzira y'iterambere bikunze kubonwa n'abakozi ko bifitaniye isano itumbereye ku vyaha vyo kutanyurwa hamwe n'ubusambanyi butera SIDA; ubukene bufitaniye isano n'ubukunzi bw'inda no kurya igiturire

---

[132] Luka 7:29,30; 10:16
[133] 16:27-31
[134] Mark.16:17,18
[135] Luka 10:18-20
[136] 10:38-42
[137] 10:25-37
[138] 13:1-5

kw'abarongozi ba politike; ubutunzi bwifashe nabi bikurikirana n'ubusuma hamwe n'ubushobozi buke, n'ibindi. Kristo abahamagarira bose kwihana.

Umugani w'umusukoni utama[139] urerekana ko hariho igihe ntarengwa c'uguseruka kw'ivyamwa. Nta kamaro rero ko kubandanya igikorwa ahantu hagumbashe mu gihe vyose vyakozwe, kuko igikorwa gitegerezwa kwama ivyamwa mu gihe kanaka. Turakwiye kwama tugira ico tuvuze mu gusuzuma ibikorwa vyacu. *Ingingo yo gukura no kugwira* ni ivya ADN y'Ubwami; kurenga kuri iyi ngingo ntibizokwihanganirwa;[140] ikintu nk'ico kiraboneka kandi mu mugani werekeye mina.[141]

Yesu ararira ati: 'Ewe Yerusalemu'.[142] Naho Yanswe, YarariRiye igisagara n'impuhwe. Turashobora kurira nk'uko Yesu yabikoze[143] ku bisagara vyanse, nubwo banse?

Insiguro ishimishije tuyisanga mu mugani w'ibirori bikomeye.[144] Urashobora kuba wacitse intege kuko nk'uwatumwe, ubura inyishu kandi inyuma yo kwinginga kwawe, abantu ntibaraza kuri Kristo. Muri kumwe neza. Umwami wawe mbere arashavuye kubw'ivyo – nubwo atari wewe ashavuriye. Musangiye ivyaguhemukiye kandi azotuma igikorwa cawe kiba ciza.[145]

Igiciro co kuba umwigishwa kiza hafi y'ico kuba umujanabutumwa. Uburorero bwompi – kwubaka no kurwana intambara – ni abajanabutumwa muri kamere.[146]

Kimwe mu biranga Umwami ni ukurondera abazimiye.[147] Hariho kurondera, kuronka hamwe n'umunezero inyuma yo kuronka intama n'ikingorongoro. Ibi ni ibintu gusa. Kuzimiza umwana, mu mugani wa gatatu, hoho biba birenze. Se yarababajwe no kuzimiza, mukuru we ntiyababaye. Twoba twitwararika abazimiye? Canke dufise inyifato z'abacangero ('ubuja',

139 13:6-9
140 8:5-15; 13:7b,9b,19,21
141 19:12-23
142 13:31-35
143 19:41
144 14:16-24
145 14:21-23
146 14:25-35, cane cane umurongo wa 28-32
147 Igice ca 15

'amategeko')[148] nk'uwo muhungu mukuru, aho kugira umutima w'impuhwe, w'umujanabutumwa?

Twigira ku mubwiriza mubi[149] ko ababwiriza b'Imana *bazigama* ubutunzi bwayo, *si bene bwo,* nk'uko benshi bavyibaza. Turakwiye gushira ubutunzi bwayo mu gakiza k'abantu ('twahawe ikaze ahantu hahoraho'). Ibi bizana ivyifuzo vyiza vya Databuja.

Umutunzi ntiyazimiye kubera ko yari umutunzi ariko kubera ko atitwararitse mugenzi we.[150] Inkuru isa na yo ni iy'umubwiriza w'incabwenge. Ubutunzi ntibutera igihano c'Imana ariko ubugitera ni uburyo bwakoreshejwemwo – haba mu ntumbero z'ibihe bidashira canke z'igihe gito; kubw'abandi canke kubwawe ni co gitera ubutandukane bw'ibihe bidashira. Abatumye n'abatumwe barondera abandi hamwe n'agakiza kabo. Abantu basigaye baca bikunda, kandi no mu 'kuronka ubuzima bwabo' baca babutakaza.[151]

Abajanabutumwa boba bahanurwa kwitwaza ibigwanisho?[152] Naho bisa nka vyo, iciyumviro hamwe n'ubundi Butumwa Bwiza bitwereka ukundi. Yesu yarahagaritse ibikorwa vy'inguvu vya Petero[153] kandi agatanga n'impamvu ziwe.[154] Mu nyuma, nta ntumwa n'imwe yigeze ikoresha ibigwanisho. Inkota yonyene yemewe mw'Isezerano Risha ni Ijambo ry'Imana. Abo tunigana *si* abo inyama n'amaraso.[155]

148 15:29
149 16:1-15
150 16:19-31
151 Mat. 10:39
152 Luka 22:35-38
153 22:49-51
154 Mat. 26:52; Yoh. 18:11
155 Efs. 6:12,17; 2 Tes. 2:8; Ivyah. 1:16; 19:15,21

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni izihe mpamvu zishobora kuba zatumye umuherezi n'umulewi barengana umuntu yakomeretse?*
2. *Ni ikihe cigwa c'ijanabutumwa twiga ku musukoni utama?*
3. *Tanga umwihwezo w'inyifato y'umuhungu mukuru mu mugani w'umwana w'icangazi.*
4. *Ni irihe kosha nyamukuru ry'umubwiriza w'incabwenge, ryatumye yirukanwa?*
5. *Kuki umutunzi yagiye mu kuzimu?*
6. *Tanga iciyumviro cawe ku bijanye no gukoresha ibigwanisho bicira umuriro ahantu hateye ubwoba kandi ushirenwo ishimikiro rya Bibiliya ku mbono yawe.*

## 8. Yohana (1)

Yohana yakoreye muri Efeso, aho yandikiye Ubutumwa Bwiza bwiwe, ivyete bitatu hamwe n'Ivyahishuriwe Yohana muri mirongo icenda y'ikinjana ca mbere. Igice ca mbere c'Ubutumwa Bwiza bwiwe cerekana ubumana bwa Kristo n'uburinganire n'Imana.[156] Imirongo itanu ya mbere isigura uko Ameze bivanye n'amazina yiwe. Amazina yerekana karangamuntu mu vyiyumviro n'akaranga vy'Abaheburayo. Kandi uruhara rwiwe mw'irema[157] rwarashimangiwe.[158]

Ukuntu ikiremwa muntu cari caratandukanye n'Imana kure cane bigaragarira mu majambo 'ntiyigeze amumenya' na 'ntiyigeze amwakira'.[159] Inkuru nziza n'uko Yesu yongeye kwugururira Imana inzira[160] kandi yahaye abantu intango nshasha, bikomeye cane ku buryo gusa ijambo 'kuvuka gushasha' ryerekana ubushobozi bwaryo bukomeye. Ubumana bwa Kristo buragaragazwa kandi n'amajambo ya Yohana umubatizi 'Yari imbere yanje'; ikiganiro cerekeye ukubaho kwa Kristo ubwa mbere[161] bivanye n'uko Yohana yarusha Yesu amezi atandatu:[162] Yohana *ntiyariko* aravuga ubumuntu bwa Yesu.

Kristo mu mubiri yatubamwo[163] muri kamere k'uburyo bubiri: Imana yuzuye kandi Umuntu yuzuye. Ijambo 'Umwana w'Imana w'ikinege', (Ikigiriki: *μονογενης Θεος, monogenes Theos)* rishobora gusigurwa neza nk'uwavyawe n'*Imana* gusa'.[164] Data yavyaye rimwe gusa; inyishu yabaye Imana-Mwana. Ibi vyabaye imbere yuko isi iremwa, igihe umugambi w'agakiza nawo wategurwa, gutyo Umwana ahishurwa nk'Umwagazi w'Intama w'Imana, wishwe kuva isi yaremwa.[165] Kuvyarwa ntaho vyari bihuriye no kwigira umuntu kwiwe. Imana ntiyaronse Umwana igihe Yesu yavuka mu mubiri. Umwana nta ntango afise canke iherezo, agereranywa na Melekisedeki.[166] Nk'Umuntu Arafise intango.

---

[156] Flp. 2:6
[157] Ita. 1:2
[158] Gereranya Yoh. 1:10 na Kol. 1:16
[159] Yoh. 1:10,11
[160] 1:12,13; 14:6
[161] 1:1-3
[162] Luka 1:24,26
[163] Yoh. 1:14
[164] 1:18
[165] Ivyah. 13:8b
[166] Ita. 14:18-20; Heb. 7:15-17

Nta muntu asanzwe yoshoboye kuzana ihinduka rinini mu gutandukanya kuva kw'itegeko gushika ku buntu n'ukuri nk'uko Kristo yabikoze.[167] Ibi vyose vyari bikeneye gushirwaho neza kugira ngo hemezwe izina 'Umwagazi w'intama w'Imana, Ukuraho icaha c'abari mw'isi'.[168] Umuntu gusa atagira icaha ni we yari akwiriye ico gikorwa.[169] Yohana umubatizi yongereza ku gishingantahe ciwe ivyerekeye ubumana bwa Kristo kuko yabonye Mpwemu Yera aza kuri Yesu kandi akamugumako. Yahawe kumenya uku kuri kubwo guhishuririrwa n'Imana.[170]

Abiri mu majambo Yesu yakunze kuvuga muri ubu Butumwa Bwiza ni: 'Ndababwiza ukuri' na 'Data Yantumye'. Ibi birumvikana ukurikije ivyavuzwe haruguru. *Mpwemu Yera* nk'umuntu wa gatatu w'Imana Data na we aragaragara cane mu Butumwa Bwiza bwa Yohana.[171]

Ubutumwa Bwiza bwiwe butandukanye n'ubw'abandi. Yabwanditse nko mu 90 inyuma ya Kristo (AD); ubundi bwanditswe imbere ya 65 INY.KR (AD). Yohana yandikiye Amashengero yo muri Aziya Ntoya (ubu ni Turukiya). Bari bazi ubundi Butumwa Bwiza. None, kuki yanditse ubundi? Ubutumwa Bwiza bwose bwerekana impande zitandukanye za Yesu. Matayo amwerekana nk'*Umwami*; Mariko nk'*Umukozi*, na Luka nk'*Umuntu* yuzuye. Ibi vyohavuye bidakwira hatabayeho inkuru ya Yohana aho Yesu yerekanwa nk'*Umwana w'Imana*. Yerekanwa yuzuye: nk'Umwami (asumba vyose), Umukozi (umugwaneza), Umuntu (afise akarimbi), n'Imana (idafise akarimbi).

Bishoboka ko yanditse Ubutumwa Bwiza mu kinyarameya, ururimi rwavugwa na Yesu. Ashobora kuba yarusiguye mu kigiriki, iki linga franka muri Efeso, ariko ibi si ukuri. Ubu Butumwa Bwiza bwanditswe n'amajambo atandukanye agera ku 700, asa n'amajambo y'umwana.

Ubwa mbere Yohana yakorera i Yerusalemu. None yageze muri Efeso gute? Mu 44 INY.KR Herode yishe umuvukanyi wiwe Yakobo.[172] Uguhamwa kwadutse muri kirya gihe gushobora kuba kwaratumye Yohana agenda.

---

[167] Yoh. 1:14,16,17
[168] 1:29
[169] Heb. 4:15
[170] Yoh. 1:30,34
[171] 1:32,33; 3:34; 6:63; 7:37-39; 14:16,17,26; 15:26; 16:7-11,13-15 na 20:22
[172] Ivyak. 12:2

Ntituzi aho yagumye ico gihe cose, ariko dukurikije inyandiko za kera yakorera muri Efeso mu myaka yiwe ya nyuma, imbere yuko Roma iba ihuriro ry'Ishengero. Ibi biragaragara mu kuri ko yari azi Amashengero indwi yo muri Aziya.[173]

Mu 95 INY.KR Umwami w'abami Domitiyani yamurungitse mu buhungiro I Patimo. Mu 96 yemerewe gusubira muri Efeso aho yandikiye ivyo yahishuriwe, ari co gitabu cacu c'Ivyahishuriwe Yohana. Inyuma ya 98 igihe Trajan abaye Umwami w'abami, yapfuye nk'intumwa za nyuma za Yesu.

Ubumana bwa Kristo ni urufunguruzo rw'ubu Butumwa Bwiza.[174] Kumwe n'izina 'NDIHO' Imana Yihishuriye Mose.[175] Abayuda bose baciye bahuza iryo zina n'Imana. Barashavuye cane igihe Yesu arikoresheje yerekana Igihagararo ciwe nk'Umwana w'Imana. Yavuze NDIHO incuro cumi na zine: Mesiya;[176] Umutsima w'Ubuzima;[177] Umuco w'isi;[178] navuye hejuru kandi nabayeho Aburahamu atarabaho;[179] Umuryango w'intama kandi Umwungere Mwiza;[180] Umwe na Data kandi Umwana w'Imana;[181] Ukuzuka n'Ubuzima;[182] Shobuja n'Umwami;[183] Inzira, Ukuri n'Ubuzima kandi ndi muri Data, Data ari muri Jewe;[184] Umuzabibu w'Ukuri.[185]

Ubwa nyuma 'NDIHO' Yivuze, igihe Yafatwa, yarerekanye ubushobozi ku buryo abadayimoni bari baherekeje ingabo bahinze agashitsi. Abantu 600 bitwaje ibigwanisho bafise ubwoba kandi babuze ico bafata n'ico bareka baciye basubiza imigongo inyuma baca bagwa hasi.[186] Biragaragara ko Yesu yitanze ku bushake bwiwe!

---

173 Ivyah. 2 & 3
174 Yoh. 20:31
175 Kuv. 3:14
176 Yoh. 4:26
177 6:35,48,51
178 8:12; 12:46
179 8:23,58
180 10:7,9,11,14
181 10:30,36
182 11:25
183 13:13
184 14:6,10
185 15:1,5
186 18:6

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Vuga Kristo wa Yohana nk'uko ubishoboye.*
2. *Sigura kamere k'uburyo bubiri bwa Kristo.*
3. *Kubera iki Yesu ari we Muntu wenyene yari akwiriye gukuraho ivyaha vy'abari mw'isi?*
4. *Sigura uburyo abavugabutumwa bose uko ari bane berekana Yesu Kristo ugutandukanye.*
5. *Vuga n'imiburiburi ubrorero 7 bw'ukuntu Yesu yaheraheje iryungane ryerekana karangamuntu k'Imana nka 'NDIHO'.*
6. *Habaye iki igihe Akoresheje iryo zina ubwa nyuma?*

## *9. Yohana (2)*

Yohana umubatizi yatoye abigishwa biwe babiri abarungika kuri Yesu, nabo batangura kumukurikira. Mbega akarorero gakomeye k'ivyiyumviro vy'Ubwami no kwubaka ubwami bwiwe yiharije: kurungika umukozi wawe ku muntu afise igikorwa gikomeye kuruta icawe.[187]

Yesu yatanguriye igikorwa ciwe mu kuja mu bukwe kandi yifatanije n'abigishwa biwe mu vyiza vy'ico kirori. No mu gihe c'ibirori yarashoboye kugaragaza icubahiro ciwe gutyo bigatuma abigishwa biwe bizera cane.[188]

Abajanabutumwa akenshi bahura no gucibwa intege no kutabona icavuyemwo inyuma y'imyaka kanaka babiba. Yesu arabaremesha, avuga ko umubivyi n'umwimbuzi bazonezeranwa hamwe.[189] Akazi gakomeye k'umubivyi ntikazokwibagirwa.[190]

Kuva Yesu yagirije ishengero ko rimukurikira rifise intumbero mbi ('muriko murandondera … kuko mwariye imikate…'),[191] isi yabonye 'Abakristo muceri': abantu bavuga Kristo kubera inyungu z'ibintu bifadika vyozana. Nk'abajanabutumwa turakwiye kwirinda abamukurikira b'indyadya, bakurikira inyungu gusa.

Yesu yari azi kuva mu ntango uwuzomuhemukira[192] ariko yamara yihanganira Yuda Isikariyota imyaka itatu.

Biratangaje kubona inkuru y'umugabo yavutse ari impumyi isa nk'aho yashizwe mu rutonde rw'ijanabutumwa.[193] Si kenshi naho vyoba atari vyo, ko umuntu amaso yiwe atigeze yugururwa kubw'ijanabutumwa ashobora kurungikwa ku gikorwa? Birahuriranye ko uwo mugabo yaciye arungikwa ku kidengeri ca Silowamu, izina kandi risigura 'kurungikwa'?[194]

---

[187] Yoh. 1:35-37
[188] 2:11
[189] 4:31-38
[190] 1 Kor. 15:58b
[191] Yoh. 6:26
[192] 6:64,70,71
[193] Igice ca 9
[194] Raba 9:7. Ikigiriki: *απεσταλμενος (apestalmenos),* umuzi w'ijambo ryacu intumwa

Kwakira iyerekwa kw'ijanabutumwa bishobora kuba nk'ihishurirwa ry'igitangaza, nko kuronka amaso cari igitangaza co gukira.

Gupfa no kwama ivyamwa kubw'Ubwami bifitaniye isano rya hafi cane.[195] Kuziganya ubuzima bw'igihe gito muri iyi si bizovyara inyungu nyinshi zikomeye z'ubuzima budashira.

Rimwe na rimwe Yesu yarakara mu majambo yiwe, ariko Data yama amubwira *ivyo* kuvuga *n'uburyo* abivuga.[196] Reka ivyo bibe isengesho ryacu.

Mu maso ya Shebuja, Uwari yirukanye abadayimoni muri benshi, ubu rero umwami w'abadayimoni, Satani, yinjiye mu mwigishwa wiwe Yuda Isikariyota. Abantu bahavuye bahabwa uguhitamwo kw'imbere cane mu mutima. Yuda, yari yaramenye kandi yariboneye igikorwa co kubohora, yahavuye ahitamwo Mammon kuruta Imana. Yakomantazaje umutima wiwe, ku rugero rwo kutagaruka.[197] Cane cane intumwa (abajanabutumwa) ntibashobora gukina n'icaha gushika ku kanyuma. Hari mw'ijoro hanze;[198] muri Yuda naho ijoro ridahera ryari ritanguye.

Incuro zibiri, imbere yuko Ababazwa, Yesu yavuze ati, 'Ndabibabwiye bitaraba, kugira ngo igihe bizobera muze mwizere'.[199] Azi iherezo kuva mu ntango.[200]

*Umubano n'*Umwami ni ngirakamaro cane kuruta *kumukorera*. Ivyo vya nyuma mbere ntibishoboka udafise ivya mbere, kandi bikwiye gushirwa imbere mu vyo dukora vyose.[201] Uyu mubano w'urukundo, werekanwe n'ukwumvira, ni itegeko ry'uburyo Ubwami butera imbere.[202] Ubu bwiza bw'igikorwa buzohura n'urwanko no gupingwa Yesu yahuye na vyo mu gikorwa ciwe. Turashobora kubabazwa, ariko We Yababajwe ubwa mbere. Turashobora kwankwa, ariko mu vy'ukuri Yaranswe.

---

195 12:24,25
196 12:49
197 13:27
198 13:20
199 13:19; 14:29
200 Yes. 46:10
201 Yoh. 15:4,5
202 15:7-17

Nk'abajanabutumwa dukwiye kumenyera imibabaro[203] kugira ngo ntituvunike umutima igihe Ataturinze ivyo tugwana n'ibidushikira.[204]

Yesu aratwibutsa ko guhamwa, rimwe na rimwe bivamwo urupfu, ni kimwe mu bigize ubuzima bw'umwigishwa w'ukuri.[205]

Mu kurangiza urugendo rwiwe kw'isi nk'Uwatumwe, Yesu yabaye uwutuma nk'abantu benshi bakomeye bo muri Bibiliya imbere Yiwe.[206] Uwutuma w'ukuri, nka Yesu, akwiye kubaho mu bugororotsi kandi akiyeza kubw'abatumwe.[207]

Ubumwe buri hagati ya Data n'Umwana bukwiye kandi kuboneka hagati y'intumwa nk'itegeko nyamukuru kugira ngo bashikire isi.[208] Iyi mirongo itatu ni insiguro nziza za Bibiliya y'ubwunganizi. Kwubaka ubwami bwigenga hamwe n'ivyiyumviro vy'ubukuru vyonona vyinshi kuruta ivyiza vy'Ubwami bw'Imana.

Abigishwa basabwa gusenga ubudasiba kugira ngo Yesu abahishurire Data. Ibi bihuye n'isengesho hamwe n'ubugombe bwa Yesu.[209] Ugukura mu bucuti n'Imana bikwiye kuba ibintu bibandanya mu buzima bwacu. Ubucuti na Yo ni umutima w'ijanabutumwa kw'isi.

---

203 Ak. Kol. 1:24
204 Yoh. 15:18-25
205 16:1-4
206 17:18
207 17:19
208 17:21-23
209 17:26

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura ijambo 'Abakristo-muceri'. Urashobora gutanga akarorero ukurikije ivyo umaze kubona?*
2. *Mu vyiyumviro vyawe, Yesu yoba yarakoze ikosha igihe yarobanura Yuda Isikariyota kuba umwigishwa wiwe? Shira ibindi vyiyumviro mu nyishu yawe.*
3. *Sigura insiguro ya kabiri y'inkuru ivuga ku mugabo yavutse ari impumyi.*
4. *Kubera iki Yesu yabwiye abigishwa biwe vyinshi ku vyerekeye imibabaro?*
5. *Ni ubuhe buuryo bwo kwiyumviro (canke inyifato ijana ku mibabaro) buzodufasha cane, tumaze guhura navyo ubwacu?*
6. *Ni ibihe bintu bikwiye kuranga uwutuma?*
7. *Ni iyihe mirongo itatu ishingiye kuri Bibiliya ku bwunganizi kandi ni ikihe kibazo nyamukuru kivugwa hano?*
8. *Ni uwuhe mutima w'ijanabutumwa kw'isi?*

## *10. Yohana (3)*

Mu kiganiro ca Yesu n'umugore w'Umusamariya, *Yabanje* kurengera *imico* n'inzitizi zifatiye ku *gitsina* (Umusamariya/Umuyuda; umugabo/umugore).[210] *Hanyuma* aca Yugurura inzira mu gutuma agira amadidane.[211] Yitonze cane aca abaza ikibazo c'akarangamuntu 'Urakomeye kuruta Data wacu Yakobo…?'[212] – ikibazo yishuye mu nyuma, akoresheje ihishurirwa umugore yari asanzwe afise ry'ukuza kwa Mesiya.[213] *Iyindi nzitizi* Yahuye na yo ni *amayirabiri y'imibereho* igihe Yamubwira ngo 'genda, uhamagare umugabo wawe'.[214] Yamubonyemwo ukuvuga ukuri kuko atanagerageje guhisha ibikorwa bibi. Umugore, ubu rero agize isoni, yaciye yinyegeza inyuma y'*iyindi nzitizi*, *iy'idini*.[215] Yesu naho nyene yarahamukuye, *s'uko* 'atubaha inyiyumvo ziwe z'ivyo idini' kandi yavuze yeruye ngo 'twebwe Abayuda turi mu kuri ariko mwebwe Abasamariya murihenda kuko agakiza kava mu Bayuda'.[216] Ibiganiro vyinshi vyari vyerekeye ukwizera basangiye…

Ariko, Avuga ku vyerekeye kazoza ka hafi aho uburyo bwose bwo gusenga, Abayuda *n'*Abasamariya, buzokurwaho hanyuma hagashirwaho ubundi bushasha.[217] Uyu ni Mesiya Ubwiwe yihishura.[218] Mu ncamake, Yesu yatanguje ikiganiro, arenze inzitizi z'imico n'izifatiye ku gitsina, z'imibereho n'izo idini, ubwa nyuma yahishuye Uwo ari we amaze kubona ukuri kwose.[219] Ubu rero haradutse intambwe ishimishije. Umugore, yisanze ari kumwe n'abandi bagabo,[220] yaciye asubira mu gisagara kw'ivugabutumwa ryiwe rya mbere ryo kwigisha, arongorera abantu baba mu gisagara kuri Kristo.[221]

---

210 Yoh. 4:7,9
211 4:10
212 4:12
213 4:26,25; mu murongo wa 26 muri make Yesu avuga ati NDIHO
214 4:16-18
215 4:19,20
216 4:21,22
217 4:21 'canke', 23,24
218 4:25,26
219 Aka ni akarorero k'ivugabutumwa I-2, Ubutumwa Bwiza ndenga mico bubwirwa abantu bo mu mico, ururimi na/canke ivy'idini bifitaniye isano ariko bitandukanye gato. Nasiguye iri jambo, ryatanzwe n'umuhisi Dr. Ralph Winter, mu gitabo canje *Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva,* (2000/2005/)2012:59,60
220 4:27,28
221 4:39-42

Igihe abigishwa bagarutse batangajwe nuko Yesu yarengeye inzitizi z'imico ya kera kandi zemewe kandi batangajwe nuko atasubiye gushaka kurya; ntibigeze banatinyuka kumubaza ibibazo ngo 'iki & kubera iki'.[222] Ntibari bwige kwiyumvira ku majambo y'ijanabutumwa no gushitsa ubutumwa ku mishaha yazimiye, kandi kubw'ivyo Yesu yaciye abigisha ivyigwa bijanye n'umwimbu weze, ababivyi n'abimbuzi – ukuri kwahavuye kugaragara hafi icarimwe.[223] Muri iki gisomwa turabona uburyo ijanabutumwa ndenga mico rya Yesu ryahinduwe – nk'uko bikwiye kuba – ivugabutumwa ry'umuco umwe, ry'aho hantu: uyu mugore ubu ho abwiye ubutumwa ikibano ciwe. Rero, abantu baciye bubaka ukwizera kwabo kuri Yesu *ho na ho*, bidaciye ku *muvugabutumwa.*

Abasamariya, abo inzara yo mu buryo bw'impwemu yagaragaye, bamusavye kugumaho – ivyo yaciye abikora iyindi misi ibiri, havuyemwo umwimbu mwinshi cane mu buryo bw'impwemu. Abantu baratahuye ko yari Umukiza w'isi. Itandukaniro iyi nkuru yerekana ni iry'abantu bo mu gihugu ca Geraseni basavye Yesu kuvaho[224], ivyo yarabikoze kandi inyuma yaho nta makuru afadika yerekana ko bigeze bamumenya nk'Umukiza wabo.

Mu gice ca nyuma bisa nk'aho ijanabutumwa kw'isi ryashizwe ku mugozi muto. Icifuzo ca Petero hamwe n'ico abandi bigishwa batandatu co kuja kuroba cari gifise inyifato isiguritse kuruta uko inyandiko zo mu congereza zerekana. Inyandiko yo mu kigiriki, indimburo n'inyubako y'ijambo vyerekana iherezo risiguritse ry'ivyo bari biyemeje ubwa mbere.[225] Inyuma yo guhemukirwa, Petero yumvise adakwiriye kubandanya mu gikorwa. Mu kurenga itegeko ryo kuba umurovyi w'abantu[226] yarabihevye. Kubw'ivyo ikibazo ca Yesu ngo 'urankunda kuruta ibi?' cerekeza ku rudandazwa rw'amafi rutandukanye n'urudandazwa rw'Ubwami. N'abandi boba barataye intumbero yabo?

Yesu rero ashitsa umugambi w'intambwe zitanu wo kugarura umugwi wiwe w'intumwa wagararije. Intambwe yiwe *ya mbere* nuko ataco baronse, ukwibutsa

---

[222] 4:27,31-34

[223] 4:35-42

[224] Luka 8:37

[225] Wuest, *Great Truths to live by from the Greek New Testament*, Eerdmans, Grand Rapids, Mich. 1952:115-131

[226] Luka 15:10

ivyakozwe n'Imana vyo mu bihe vyaheze.[227] Intambwe yiwe *ya kabiri* yari, ko *iki* gihe baronka nyinshi.[228] Intambwe yiwe *ya gatatu* yari umuriro w'amakara yaka ku nkombe yibukije Petero uguhakana kwiwe igihe yahora yishusha ku wundi muriro.[229] Intambwe yiwe *ya kane* yari iyibabaje cane, igihe Yesu abajije Petero incuro zitatu urukundo amukunda.[230] *Iya nyuma*, yerekeza ku gukura kwa Petero yahoranye mu buryo bw'impwemu aho yotanga ubuzima bwiwe kubwa Kristo,[231] Yesu yamusezeraniye intsinzi ya nyuma y'iherezo ry'ubuzima bwiwe, yorosha ububabare bwo kunanirwa kwiwe. Petero yongeye kugarurwa mu gikorwa ('gaburira imyagazi yanje, ragira intama zanje') n'abandi baciye bagaruka. Ijanabutumwa kw'isi ryari rikize.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Erekana uburyo Yesu yakoresheje kugira ngo ashikire umugore w'Umusamariya.*
2. *Ni mu buhe buryo Yesu yerekanye ko yihanganiye amadini y'abanyamahanga?*
3. *Sigura amajambo 'umuco umwe, w'aho hantu, ivugabutumwa' & 'ijanabutumwa ndenga mico' hamwe n'uburyo akoreshwa muri iyi nkuru.*
4. *Sigura uburyo Yesu yakijije ijanabutumwa kw'isi muri Yohana 21.*

---

[227] 5:5
[228] 5:6,7; Yoh. 21:6
[229] 21:9; 18:18
[230] 21:15-17
[231] 21:18,19

# Igice ca II

## Ivyigwa Bimwe Bimwe mu Vyakozwe n'Intumwa

*Intangamarara*

Muri iki gice kigufi twiga ivyigwa vy'intango mu gikorwa vyo mu gitabu c'Ivyakozwe n'intumwa. Iyaba ibi ari vyo vyonyene biri mu Vyakozwe n'intumwa, vyobaye bito cane. Ariko ntugire ikibazo: mu gitabo canje gikurikira (IIB), kigabuye mu bice II-IV, nzogaruka ku Vyakozwe n'intumwa akandi gato.

Icigwa *ca mbere* kikubwira kandi itandukaniro riri hagati y'*ivugabutumwa* ry'umuco umwe w'aho hantu, hamwe n'*ijanabutumwa ndenga mico ry'amahanga*. Ku bantu benshi biracagoye gutandukanya neza iri tandukaniro. Ariko, ibi ni ngirakamaro cane; ahandi ho inzira bicamwo izwi irashobora kubandanya kwemeza ko 'umuntu wese ashobora kuba umujanabutumwa' – navyo atari vyo nko kuvuga ko umuntu wese ashobora kuba umwungere canke umuvugishwa.

*Ica kabiri* turaba citwa 'gukizwa ubwa *kabiri'*, ijambo rishobora gutera gukunja isura – kandi birakwiye – yamara bisa nk'aho ari itegeko aho kuba ibidasanzwe mw'ijanabutumwa kw'isi; naho umuntu yobibona akurikije kahise canke ibikorwa bikigaragara muri iki gihe mu bice bimwe bimwe vy'isi. Intumbero y'iki cigwa ni ukwerekana ko gukizwa *rimwe* – muri Kristo – bihagije.

### *1. Kuva I Yerusalemu Gushika ku Mpera y'Isi*

Igihe Yesu yavuga ivyerekeye igikorwa ciwe gihambaye yahaye intumwa co kuvuga Ubutumwa Bwiza I Yerusalemu, I Yudaya, I Samariya no ku mpera y'isi,[232] Yashaka kuvuga ibirenze aho hantu yavuze, aho hagarukira. Ni igiki kindi yiyumvira kuri twebwe, abigishwa biwe bo mu kinjana ca 21?

Mu buryo *bw'akarere*, *'Yerusalemu'* kuri twe bisigura igisagara cacu canke akarere, aho *hantu* tumenyereye cane. Mu buryo *bw'imigenderanire* 'Yerusalemu' yerekana *abantu* tumenyereye cane, baba abubakanye, abana, umuryango, abagenzi canke abo dukorana, batarizera Kristo.

Mu buryo *bw'akarere*, *'Yudaya'* kuri twe bisigura igihugu cacu canke igice c'igihugu ahavugwa ururimi rumwe. Ahantu hashobora kuba atari hafi – hashobora no kuba ari kure – ariko *kubw'imigenderanire* ahantu tutofatwa nk'abanyamahanga kuko dusangiye imico imwe, ugutahura n'inyifato.

Igikorwa co kuba abashingira intahe Kristo I 'Yerusalemu' canke I 'Yudaya' bisigura *ivugabutumwa* ry'umuco umwe: Ubutumwa Bwiza burashobora gusangirwa n'abantu benshi, bitabaye ngombwa ko umuvugabutumwa yiga urundi rurimi canke umuco.

Mu buryo *bw'akarere, 'Samariya'* kuri twe bisigura nk'ikindi gihugu canke igice c'igihugu cacu, ahavugwa ururimi rutandukanye kandi aho imbono y'ivy'amadini y'abantu itandukanye cane, akarorero: kuba mu bundi buryo bw'idini rimwe rikomeye. Uravye *kubw'imigenderanire*, 'Abasamariya' ni abantu duhitamwo kwirinda kuko tutabakunda canke tubasuzugura kubw'impamvu iyo ari yo yose.

*'Impera y'isi'*, mu buryo *bw'akarere*, ni impande z'ibihugu bigoye gushikira, ku buryo Ubutumwa Bwiza butarajanwayo. Impamvu zishobora kuba ko ata mabarabara, inzuzi, canke ibibuga vy'indege bituma ako karere gashikwako. Izi mpande zose zirashobora akenshi gushikwako n'amaguru kandi ziri kure. Utu ni uturere aho indimi hamwe n'imico n'amadini bitandukanye cane n'ivyacu. Uravye *kubw'imigenderanire*, abantu bo ku 'mpera y'isi' ni abo tutamenyereye.

---

232 Ivyak. 1:8

Ni abanyamahanga bakwiye kuri twe muri vyose. Turashobora kwiyumvamwo ko bavuye ku wundi mubumbe!

Kuba abashingira intahe Kristo i 'Samariya' no ku 'mpera y'isi' bisigura *ijanabutumwa* ndenga mico: Ubutumwa Bwiza burashobora gusangirwa gusa n'abantu igihe umujanabutumwa yamaze kumenya neza ururimi rw'abantu, umuco n'idini.

| |
|---|
| **Kuvuga Ubutumwa i Yerusalemu & i Yudaya**<br>**=**<br>***Ivugabutumwa* ry'Umuco *Umwe* w'Aho Hantu**<br><br>**Kuvuga Ubutumwa i Samaria & ku Mpera y'Isi**<br>**=**<br>***Ijanabutumwa* ry'Amahanga *Ndenga* Mico** |

Kubw'*ivugabutumwa* i 'Yerusalemu' n'i 'Yudaya' nta zindi nyigisho zikenewe kuruta kuba umwigishwa wa Kristo, ari bwo bushobozi bwo gutanga igishingantahe c'umuntu no kubwira Ubutumwa Bwiza uwutarizera mu buryo ashobora gutahura. Amajambo y'uwushinga intahe nk'uwo akeneye gushigikirwa n'ubuzima bwubaha Imana. Ibikorwa no kuvuga ubutumwa bikwiye kuba bihagaze neza. 'Kuganira ikiyago' ata 'kugenda urugendo' ntibizokora kandi bica bizanira akagaye izina rya Kristo n'Ishengero.

Kubw'*ijanabutumwa* i 'Samariya' no ku 'mpera y'isi' mu vy'ukuri, birasaba gutegurwa bikomeye, uretse inyigisho z'intango umuntu wese akeneye mu gukorera i Yerusalemu n'i Yudaya. Abajanabutumwa nk'abo bakeneye gutegurwa cane bikomeye mu buryo bwo kwiga indimi zo mu mahanga, mu buryo bwo kumenyera imico itandukanye hamwe no mu buryo bwo kumenya amadini atari ay'Abakristo ku buryo bashobora kubiganirako mu bwenge n'abarongozi bayo bo mu buryo bw'impwemu.

Nubwo bisa nk'ibigoye, dukwiye gutahura ko turiko turavuga ivyerekeye *inzitizi* zishingiye ku *mico, indimi n'amadini* mbere zirengeye iz'*akarere*, nubwo ico ca nyuma gifise uruhara mu bice bimwe bimwe. Nk'akarorero, igihe Abakristo baba mu gisagara kinini, bizoborohera guhura n'Abasamariya' hamwe n'abantu bavuye ku 'mpera y'isi' hakurya y'ibarabara ry'aho baba.

Bivanye n'ibisagara bigezweho, ukwimuka bava mu misozi baja mu bisagara, umuntu arashobora guhurira n'ibindi bihugu ahantu hamwe kuruta, tuvuge, nko mu myaka mirongo itanu iheze. Aho gukorera ibikorwa vy'ijanabutumwa haregereye cane kuruta ubwa mbere, cane cane mu bisagara. Ibi ariko, ntibikwiye kuduhuma amaso ku buryo imigwi y'abantu isigaye itarashikirwa ari kubw'*impamvu nziza*, zaba iz'umubiri canke iz'imigenderanire. Uburyo 'bworoshe' rero, tubwita *ivugabutumwa ry'umuco umwe* hanyuma uburyo 'bugoye' tubwita *ijanabutumwa ndenga mico*.

Ubwa nyuma dukwiye gutahura ko Yesu yavuze ivyerekeye Yerusalemu *na* Yudaya *na* Samariya *no ku* mpera y'isi. Ishengero ryose rikomeye rikwiye kwitwararika utu turere twose tune. Yesu ntiyigeze aduha guhitamwo gukorera hano, *canke* hariya. Ijambo rikunze kuvugwa kenshi ni 'ntidukwiye kwita mw'ijanabutumwa kw'isi, kuko ibikenewe biri hano, ku mwango wacu', kubw'ivyo rero ni icitwazo c'ibinyoma kandi kidafatiye kuri Bibiliya. Buri Shengero rikurikira Ubwami rikwiye gukora igikorwa kimwe kandi ntirihebe ikindi.

Ubutumwa Bwiza bwaravuzwe ahantu henshi, ariko dukwiye gukora neza kugira ngo tugumize ku mutima icifuzo ca Pawulo, kubuvuga ahantu hose butigeze kuvugwa ubwa mbere.[233] Ikiganiro camaho cerekeye uburyo dusigura amajambo nka 'abatarashikirwa' na 'abashikiriwe gato' ntaco bizodufasha buri gihe,[234] ariko igicapo kiraboneka neza igihe tubajije nimba Ubutumwa Bwiza *buboneka* ahantu hose canke butarahaboneka. Dukeneye kwitwararika ivyo vya nyuma kandi tukaraba neza ko aho hantu hose hazoshikirizwa abanyagihugu baho mu buryo bukwiye, kugira ngo bikemure ivyo bumva bakeneye.

---

233 Rom. 15:20

234 Umugambi wa Yosuwa ukoresha igipimo c'ibice bitarenga 2% vy'ivugabutumwa canke ibitarenga 5% vy'abarimwo' mu gusigura 'abatarashikirwa'. Raba www.joshuaproject.org

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura amajambo 'Yerusalemu – Yudaya – Samariya – Impera y'Isi' wisunze imbono y'akarere, aho ushika n'imigenderanire.*
2. *Koresha ayo majambo nyene kugira ngo usigura itandukaniro riri hagati y'ivugabutumwa ry'umuco umwe n'ijanabutumwa ndenga mico ry'amahanga.*
3. *Sigura itandukaniro ry'inyigisho zikenewe hagati y'abavugabutumwa baho hantu n'abajanabutumwa b'abanyamahanga.*
4. *Tanga impamvu zimwe zituma imigwi y'abantu itarashikirwa kugeza n'ubu itarashikirwa.*
5. *Ishengero ryoba rifise uguhitamwo aho gukorera? Shigikira inyishu yawe.*
6. *Ni ibihe dukwiye gushira imbere mw'ijanabutumwa kw'isi?*

## *2. Gukizwa Ubwa Kabiri*

Gukizwa ubwa kabiri ni akaga kw'ijanabutumwa kw'isi, kuva bija ku rutonde rw'ibikwiye kuganirwako mu gihe c'Inama yabereye i Yerusalemu muri 49 INY.KR.[235] Muri kahise kose k'Ishengero gukizwa ubwa kabiri vyari bifise kandi biracafise imvugo nyinshi zitandukanye. Ni nk'aho tutigeze dutahura neza uburongozi bw'intumwa – canke ko bananiwe kugira ico bakivuzeko.

Ikibazo kwari ukumenya nimba Abanyamahanga bakeneye gukizwa muri Kristo *no* mw'idini ry'Abayuda. Inyishu yaraboneka: gukizwa muri Kristo vyari bihagije kandi nta kintu na kimwe co hanze canke c'umugenzo cari gikwiye kwongerwako kugira ngo ukizwe. Ishengero rya mbere ntiryari rikeneye Ubutumwa Bwiza bw'ukuri bwa Kristo kugira ngo rifukirwe mu mwambaro ushaje, utabutse w'Ikiyuda. Iyaba Ishengero mu bihe vyakurikiyeho ryarubahirije iyo ngingo, ivyononekaye vyinshi mu Bwami bw'Imana no kubura imishaha vyari gushobora kurindwa.

*Ishengero ry'i Roma* ryabaye akarorero, mu kwerekana uburyo bwa gikristo hamwe n'inyigisho zimwe, ugusenga, ingeso n'ururimi, n'igihe vyari bishasha kw'isi yo hanze y'Ubwami bw'Abaroma. Ntiryigeze riva kuri iyi ngeso kandi rikagerageza gusenga vya kavukire ivyahuye n'ukurwanywa gukomeye. Kugeza kure mu kinjana ca 20 Ikilatini cari cafashwe nk'ururimi rw'abanditsi n'ivyanditswe vyera muri Ekeleziya Gatolika y'Abaroma kw'isi yose.

Aba *Poroti* mu binjana vyakurikiyeho babandanije ivyo bikorwa: Ubutumwa Bwiza bwaravuzwe mu bice vyinshi vy'isi, ariko nka bose bambaye umwambaro w'umuco wo mu burengerazuba. Inyubako z'Ishengero ryabo, ingingo, ugusenga, indirimbo zo guhimbaza Imana, inzego z'uburongozi n'imyambaro y'igipadiri vyarasa I Buraya no mu bice vyinshi mw'isi itari iyo mu burengerazuba.

*Abavugabutumwa* batari bake na bo bagaragaza Ubutumwa Bwiza mu kwigisha uburyo *bwabo* bwo gusenga, demokarasi, uburongozi n'imyitwarire y'igikorwa nk'uburyo, batamenyereye mu bibanza vy'ijanabutumwa bakoreramwo. Bafuka Ubutumwa Bwiza mu *buryo* bushaka kuba nk'Ubutumwa Bwiza' nyene. Ni yo mpamvu ubwo Butumwa Bwiza bwitwa ubuteye imbere bushaka kuvuga

[235] Ivyak. 15:1-35

gukizwa ubwa kabiri: muri Kristo *co kimwe n'ikirere c'ubutunzi uko cerekanwemwo.*

Muri kahise kose k'Ishengero, gukizwa ubwa kabiri nk'uko vyaganiriweko ariko bitahurijweko mu Vyakozwe n'intumwa 15, ryari itegeko aho kuba ikidasanzwe. Hari mu gice ca kabiri c'ikinjana ca 20 – neza neza inyuma y'Intambara ya kabiri y'Isi Yose – ni ho intango y'uburyo bwo gusenga n'ivyigwa ndoramana vya *kavukire* vyagaragara mu bice vy'Ishengero mu bihugu bitari ivyo mu burengerazuba.

Inyishu y'ibinjana birebire no gukizwa ubwa kabiri vyakorwa nk'itegeko, vyavyaye Ishengero kuba rimwe. *Ishengero* ry'*Abaroma* ryemeye vyinshi mu bikorwa vya gipagani vy'aho hantu, nti hari mu kibanza ca nyuma kuko ahanini ryananiwe no gushikiriza Ijambo ry'Imana aho gukorera ibikorwa vy'ijanabutumwa.

Mu binjana vyakurikiyeho ibice binini vy'*Ishengero ry'Abaporoti* ryaretse ivyigwa ndoramana vyaryo vya mbere bishingiye kuri Bibiliya bihumanywa n'igihe co guca ubwenge, bikaba vyavuyemwo ivyigwa ndoramana vyigenga, vy'isi kandi 'bidasigurwa' gutyo rica rinanirwa no gutorera inyishu vya bikorwa vy'abapagani vy'aho hantu ryisunze ingingo ya Bibiliya.

Ivyiyumviro vyo hanze n'ivy'aho hantu vyaravanzwe; ibibazo nko gukandamizwa n'abadayimoni, indwara no kugira abagore benshi vyatorewe inyishu mu buryo bw'isi atari ubwa Bibiliya, bica bivamwo ko Ubukristo bwabaye ikintu gisanzwe cane, gito cane imbere y'imyizerere ya gipagani.

Amashengero yatangujwe n'ibikorwa vy'ijanabutumwa vy'isi yaciwe intege n'imivurungano y'ivyiyumviro, yababujije kugira Yesu Umwami wa bose, kugira ngo abakijijwe bagume bakijijwe neza canke babe abahakanyi kubi, aho kuba abigishwa. Icavuyemwo n'uko Amashengero nk'aya ahanini yaciye ananirwa n'ijanabutumwa ndenga mico.

Ahantu Ubukristo bwabaye kavukire muri Bibiliya biciye mu buryo bw'ikanguro n'umuvyuro wo mu buryo bw'mpwemu uko biri kwose, Ishengero ryongeye kugira ishaka ryaryo rya Bibiliya ryo gushikira amahanga. Imigwi y'igikorwa c'imvukira muri Afrika, akarorero: muri Nijeriya na Etiyopiya – yatanguje mu ntango y'imyaka ya mirongo irindwi y'ikinjana ca 20 - irerekana ibi.

Ibibazo vya mbere bikwiye gutandukanywa n'ibindi vya kabiri. Ico ibibazo vya mbere n'ibindi vya kabiri biri, kigenda kirahinduka ikibanza ku kindi n'ibihe ku bindi. Ntibikenewe ko twovuga ngo *Ijambo ry'Imana ritegerezwa imisi yose kwama ari akarorero kuko rirengeye imico.*

Yamara, na Pawulo yaranditse mu mvugo kanaka y'umuco, aho dukeneye gutandukanya ingingo ziwe zamaho zidashobora kuganirwako hamwe n'indangagaciro zishingiye ku mico; kugira ngo ivya mbere bibandanye kuba vyiza, ivya nyuma navyo bisubirwemwo mu ngingo z'aho hantu z'igihe gito z'imico.

Ibi birashobora kwumvikana nk'inyigisho ziteye akaga' ariko si vyo. Imana ntigangatayе, kuko Igomba ko abaserukira 'buri gihugu, ubwoko, abantu n'indimi zose'[236] baba mu Bwami bwayo. Ikunda ubutandukane bw'abantu, imico, imiterere, amabara, inyambaro n'ingeso, nay'ahandi, kubera iki Yoba Yarashizeho abantu b'umuco umwe w'i Babuloni ngo bakwiragire kw'isi yose?[237] S'uko gusa ari kubera ububasha bwabo bwo gukora icaha, ahubwo n'uko Yari Yarabivuze imbere yuko icaha cinjira mu bantu.[238] Imana ntigangatayе, canke Ijambo ryayo, kandi insiguro yose igangatayе ikwiye kwirindwa. Ijambo rikwira isi yose; iyumvire nk'akarorero nk'ibice icenda bivugwa mu mirongo ine migufi ya Zaburi.[239]

Akarorero kagoye gusigura karerekanye ko hari ikibazo c'abagore mu gikorwa c'Imana, cane cane mu vyete vya Pawulo. Yoba vy'ukuri yashaka kuvuga ivyo yavuze? Nimba ari vyo, kubera iki tutamukurikira dushize amanga? Canke dukwiye gusuzuma ibibazo bimwe bimwe dukurikije imico yacu bwite? Nitwakora uko, twoba turiko turatitura Ijambo ry'Imana? Turaraba muri ico kibazo ca Bibiliya n'imico iboneka neza, igihe twiyumviriye ku ruhara rw'abagore mu gikorwa c'Imana.[240] Inyuma ya vyose, ico ni co cigwa gifise akamaro gakomeye mw'ijanabutumwa, kuva ibikorwa vyinshi birenze ica kabiri vy'abajanabutumwa kw'isi bigizwe n'abagore!

---

236 Ivyah. 5:9 & 7:9

237 Ita. 11

238 Ita. 1:28

239 Zab. 67:2-5 'mw'isi … mu mahanga yose … amoko … amoko yose' n'ibindi.

240 Raba inyuma y'igitabu gikurikira, IIB, aho winjirira ubwa mbere

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura ijambo 'gukizwa ubwa kabiri' wongere utange akarorero ko muri iki gihe.*
2. *Ni ikihe gice mu Vyakozwe n'intumwa kiduha imirongo ngenderwako y'ukuri?*
3. *Woshobora gutegura ibi mu ryungane rimwe rivyegeranya vyose hamwe?*
4. *Sigura uburyo Abagatolika b'Abaroma, Abaporoti n'Abavugabutumwa barenze kuri iyi ngingo ya Bibiliya, ikomoka mu Vyakozwe n'intumwa.*
5. *Kuva ryari imvukira zatanguriye kugaruka mw'Ishengero?*
6. *Ibi vyiyerekana gute?*
7. *Sigura ijambo 'ivyigwa ndoramana bidasigurwa'.*
8. *Ni igiki cafashije Ishengero kwongera kugira ishaka ryo gushikira amahanga?*
9. *Woshobora gusigura wishimikije akarorero, itandukaniro riri hagati y'ingingo zamaho, zitaganirwako' n'indangagaciro zishingiye ku mico'?*

# Igice ca III

## Imyihwezo y'Ijanabutumwa: Ivyete vya Pawulo

*Intangamarara*

Iki gice kivuga ku vyigwa ndoramana vy'ijanabutumwa rya Pawulo n'ibikorwa. Nubwo tubiziko vyinshi bivuye mu gusoma Bibiliya buri gihe, haracari igice kinini, cinyegeje mu bintu bidasiguritse dukunze kwirengagiza, naho ari ngirakamaro, nimba dushaka gutunganya ibikorwa vyacu vy'ijanabutumwa twisunze uburorero bwa Pawulo. Iga iki gice uraza kuvyibonera wewe ubwawe.

Mu gitabu gikurikira (IIB) usangamwo amajambo y'ijanabutumwa yasigaye yo mu nyigisho z'Isezerano Risha ryigishijwe na Yakobo, umwanditsi w'Abaheburayo, Petero, Yuda na Yohana, harimwo Ivyahishuriwe Yohana.

Mu gitabu ca mbere c'uru rukurikirane, *Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya* mw'Isezerano rya Kera, usangamwo igice ca mbere c'urukurikirane rw'ibintu vyerekeye igihe c'iherezo, igice ca kabiri caco kiboneka mu gitabu ca gatatu (IIB), kuko Isezerano Risha riherana n'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana kandi kubera iyo mpamvu vyari bikwiye cane kwakira ibisigaye mu bintu bijanye n'igihe c'iherezo. Kubw'ivyo rero ntuzobona vyinshi mu vyerekeye igihe c'iherezo muri iki gitabu ca kabiri (IIA).

## *1. Ab'i Galatiya*

Abayuda barwanya Ubutumwa Bwiza butagira amategeko bwa Pawulo bwari buhari kuva mu nteguro ziwe za mbere.[241] Bwagumye buri hafi yiwe mu buzima bwiwe bwose.[242]

Ikibazo nyamukuru Pawulo yakemuye mubi Galatiya n'uko abizera bashasha babwiwe n'Abakristo b'Abayuda ko batoshoboye gukizwa iyo batubahiriza amategeko kandi bagakebwa. Mu maso yabo, ikimazi Yesu yatanze kubw'ivyaha vyabo nticari gihagije. Gutsindanishirizwa n'ukwizera kwonyene babona ko bidahagije: ibikorwa vy'amategeko vyategerezwa kwongerwako. Pawulo akoresha imvugo ikomeye bishoboka[243] irwanya iyo nyigisho mbi.[244]

Dukwiye kwibuka ko atari amadini menshi atari ay'Abakristo gusa ari manini mu bikorwa vyo kuronka 'agakiza'; nya burozi nyene bwakwiragiye neza no mu bice vyinshi vya Gikristo. Gusubira ku nyigisho z'ukuri za Bibiliya rero ni ngirakamaro cane.

Turaraba kandi igipimo Pawulo yakoresheje mu guha akazi abakozi, ibibazo vy'abajanabutumwa bavanga inyigisho bishobora kwitamwo, ugukenera gushikira imigwi y'abantu batarashikirwa hamwe n'impamvu zituma abajanabutumwa bashobora guhamwa.

Mu kugendera Yerusalemu kwiwe ubwa kabiri, Pawulo yajanye na Tito.[245] Uwo, w'Umugiriki, ntiyagoberewe n'abarongozi b'I Yerusalemu gukebwa. None kubera iki, inyuma y'imyaka itarenze ibiri, Pawulo yasavye Timoteyo gukebwa?[246] Stein asigura:

> *"Kubwa Pawulo gukebwa cari ikibazo kidafise akamaro ubwaco,[247] kuko carimwo gusa gufita canke kudafita agace k'urushato, kiretse umuntu avuze ko gukurako ako gashato cari*

---

[241] Ivyak. 13:45 no kubandanya
[242] 28:25
[243] Gal. 1:8,9
[244] Ibuka 'Gukizwa ubwa kabiri' (II#2) raba kandi #2 imbere yaho
[245] Gal. 2:1-3
[246] Ivyak. 16:3
[247] Gal. 5:6; 6:15

*igisabwa kubw'agakiza. Rero, igihe ikibazo c'ivyigwa ndoramana cari kibangamiwe, yaranse ko Tito akebwa;*[248] *ariko mu gihe ca Timoteyo, igihe hatarimwo ikibazo c'ivyigwa ndoramana mugabo bemera umwidegemvyo mwinshi mu gukorera mu Bayuda, yaciye ashaka ko yokebwa.*[249] *Kugira ngo dutahure uko Pawulo abona umwidegemvyo dukwiye kumenya ko yari yidegemvya cane ku buryo, kiretse nimba ikibazo c'ivyigwa ndoramana cari kibangamiwe, yarashobora … kurekura umwidegemvyo wiwe … kugira ngo yorohereze ugukwiragira kw'Ubutumwa Bwiza.*[250] *Abantu baba bidegemvya vy'ukuri, iyo bashoboye kurekura umwidegemvyo wabo kubw'urukundo bafitiye abanyantege nke".*[251]

Iyo uriko urasoma igisomwa ca mbere c'Abo I Gal. 5 turabona isano riri hagati y'ukwinginga kwa Pawulo yanka gusubira ku gukebwa nk'iciyongera kidakenewe mu gukizwa n'ubuntu kubwo kwizera, hamwe n'uburyo bwo kuvanga inyigisho z'imyizerere rimwe na rimwe tubona mu Bihugu bikiri mu nzira y'iterambere. Ibisa nk'ibi bikurikira biragaragara:

Gukizwa kubwo kwizera Kristo ni 'igiciro kidasanzwe': gutabarwa burundu ubukene bwo mu buryo bw'impwemu, umuringa w'agaciro gakomeye.[252] Inyuma yo kuronka agakiza kiwe kuzuye, nta nyongera ikenewe. Nta muntu n'umwe w'umutunzi ahebuje yoshaka gutsindira amafaranga arenze ay'ipikipiki biciye mu bikorwa bikomeye, kugira ngo yongereze ku butunzi bwiwe buhebuje.

Mbere cane cane, Pawulo avuga ko uwukebwa nk'igisabwa ku gakiza yitandukanya na Kristo ku buryo, bw'uko Kristo ata gaciro afise kuri we na gatoyi mbere ko aba yaravuye mu buntu.[253] Mu yandi majambo: mu kugerageza kuzana amafaranga yawe, utakaza ubutunzi bwawe.

---

248 2:1-3
249 Ivyak. 16:1-3
250 1 Kor. 9:19-23
251 Nko muri Hawthorne, Martin & Reid, *Dictionary of Paul and his Letters*, 1993:471
252 Mat. 13:45,46
253 Gal. 5:2,4

“Umwambiro muke ututumbisha irobe ryose”,[254] muri iki gice bisigura ko kuvanga ibikorwa vy’abantu mu rugendo rw’agakiza k’Imana bizoruhuka bikononye. Abantu bateza uko kubura ico ufata n’ico ureka bazohanwa igihano co gushigikira ibinyoma.[255]

Kubw’ivyo, igikorwa cose cakozwe kugira ngo gishimishe Imana, kwubaha ba sogokuruza, kwihora bidahera canke ibikorwa vy’impwemu mbi, kuronderera ukurindwa mu bapfumu, kurondera gukira canke kubohorwa hanze ya Kristo, kuronka inkomezi zirengeye iz’abantu, kuronka uruvyaro, gukoresha ibihe vy’ikirere no kuronka ikiganiro hagati yiwe n’Imana, biri musi y’iki gice.

Ingabire y’Imana itovugwa[256] irimwo inyishu ku bikorwa vyose vyavuzwe aho haruguru, ni inzira zisanzwe zibabaje zakozwe n’abantu ‘kugira ngo babandanye gufasha Imana’. Kwongerako ‘gufasha’ inyishu y’Imana ni igitutsi Itazokwihanganira. Inzira yayo yonyene y’agakiza ni Kristo. Twaba dufise Kristo we nyene canke tutamufise.

Muri iki cete turasoma isezerano rimwe risiguritse cane ry’Imana mw’Isezerano Risha kuri Aburahamu, ko muri we ari ho imiryango *yose* yo mw’isi izoronkera umugisha.[257] Nk’uko Aburahamu yagendeye mu kwizera kukamutsindanishiriza, ni ko Abanyamahanga *bose* bazotsindanishirizwa no kwizera biciye mu Mbuto ya Aburahamu, ari yo Kristo.[258] Ipfundo ry’ikibazo n’uko abajanabutumwa babwirizwa kuja mu Banyamahanga basigaye batarashikirwa kuvuga ubu Butumwa Bwiza.

Impamvu nyamukuru yo guhamwa Pawulo yahuye na kwo, kwari ukuvuga ubutumwa bw’umusaraba wa Kristo.[259] Iyo ahitamwo kubireka kugira ngo yirinde guhamwa birenze, yari kwisanga mw’idini rishingiye ku mico, rigizwe n’amategeko hamwe n’amabwirizwa asabwa n’umubiri. Mu gukora uko, ntiyari gutakaza abamugwanya gusa ahubwo n’ibimenyetso bikomeye Mpwemu Yera yakoreye mu gikorwa ciwe.

---

[254] 5:9
[255] 5:10b
[256] 2 Kor. 9:15
[257] Gal. 3:6-14; Ita. 12:1-3 (indome zikitse)
[258] Gal. 5:16,22,26-29 (indome zikitse)
[259] 5:11; 6:12

Nimba kuvuga Ubutumwa Bwiza bidahura n'ukurwanywa gukaze, ikibazo ni ukumenya nimba Ubutumwa Bwiza bwaravuzwe, canke ko hatanzwe ikindi kintu.[260]

Nimba kuvuga Ubutumwa Bwiza bidatuma abantu bahinduka kuba ivyaremwe bishasha, bwarataye intumbero.[261] Inzira imwe gusa yo kwinjira mu Bwami bw'Imana ni uguca mu bibazo vyinshi, nk'uko Pawulo yari yabibwiye Ab'i Galatiya igihe yabagendera.[262]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ikihe kibazo nyamukuru Pawulo atorera inyishu muri iki cete, n'ubu, mu bundi buryo, kigitera ikibazo gikomeye mu mashengero menshi muri iki gihe?*
2. *Ni iyihe migwi itandukanye y'abantu Pawulo yashaka ko Tito na Timoteyo bakoreramwo, neza neza?*
3. *Sigura impamvu Tito atategerezwa gukebwa, nubwo Pawulo yahanuye Timoteyo gukebwa inyuma y'igihe kanaka.*
4. *Ni iyihe ngaruka yo gukebwa nk'uburyo bwo kuronka agakiza?*
5. *Ni iyihe mpamvu nyamukuru yatumye Pawulo ahamwa?*

[260] 2 Tim. 3:12
[261] Gal. 6:15
[262] Ivyak. 14:22

## *2. Ubundi Butumwa Bwiza*

Mu cete yandikiye Ab'i Galatiya Pawulo yagiriza abasomyi ko 'bahevye Uwabahamagaye' hanyuma ngo 'bahindukirira ubundi Butumwa– mu vy'ukuri atari Ubutumwa Bwiza na gato'. Avuga ko abantu bamwe 'bagushira mu kubura ico ufata n'ico ureka kandi bakagerageza guhirika Ubutumwa Bwiza bwa Kristo'.[263] Yisunze Ubutumwa Bwiza bwiwe bw'ubuntu bwasubirijwe n'ubutagira agaciro bwasaba ko amategeko ya Mose aguma yubahirizwa co kimwe no gukebwa. Yacira urubanza ivyo bikorwa n'umuvumo wigwijemwo kabiri.[264]

Kubw'amahirwe mabi, ikinjana ca 20 kitwereka ibindi bitabu vyinshi vy'ubundi Butumwa Bwiza' biriko birahirika Ubutumwa Bwiza bw'ukuri bwa Kristo. Ibi biracariho no mu kinjana ca 21. Rero, niyo abajanabutumwa bibagira uko 'Ubutumwa Bwiza bw'ukuri' busa, isi izoba iri mu bibazo bikomeye. Ubu ngira nerekane neza ubwoko butandatu bw'ubundi Butumwa Bwiza' butera akaga mu gukora Igikorwa Gihambaye Twahawe ca Kristo.

Ubwoko *bwa mbere* bw'ubundi Butumwa Bwiza' burashobora gutera imbere igihe ukundi kuri kw'Ubutumwa Bwiza gushimangiwe cane ku buryo ikindi gicapo giseruka aho ukundi kuri kuriko kurakandamizwa. Nk'akarorero: ivyiza vy'Imana birashobora gushimangirwa ku buryo igihano cayo – canke imibabaro yose kuri ico kibazo (cane cane abizera) – bishobora gusigurwa nk'ibikorwa vy'umurwanizi.

Ubwoko *bwa kabiri* bw'ubundi Butumwa Bwiza' bwerekana igihushane: ukuri kumwe kw'Ubutumwa Bwiza kuragoye kuvugwa – nimba ari kwose – kubangamirwa no kuvuga ubutumwa bwuzuye. Nk'akarorero, imikorere y'ibikorwa vyo kubohora aho abadayimoni basendwa ntibikunze kuboneka, bitewe n'ivyigwa ndoramana 'bimurika' bivuga Ubutumwa Bwiza buteguye neza, ata kanya ko guha isi itaboneka.

*Ubundi* Butumwa Bwiza buzwi cane bwo guhindura bushingiye ku mvugo ko inyigisho zimwe zimwe za Bibiliya zitakiri iz'ukuri canke ngo zikurikizwe muri iki gihe, akarorero: imikorere y'ingabire za Mpwemu Yera[265] canke igikorwa

[263] Gal. 1:6,7
[264] 1:8,9
[265] 1 Kor. 12:8-10; Rom. 12:6-8

c'amabango atanu[266]. Ubundi burorero bwinshi bushobora gutangwa kandi ntawobura kuvuga ko imvugo nk'izi ziba (kwiba) Ishengero imiringa idasanzwe yo mu buryo bw'impwemu.

Ivyigwa ndoramana *bisa nk'ibi* vy'ibinyoma bihakana ibintu bibaho hamwe n'imikorere yo mu buryo bw'impwemu y'ibitangaza vya Bibiliya, harimwo n'ukuzuka (kwa Kristo ubwa mbere hanyuma ukw'abamwemera bose). Ntibikenewe kuvuga ko hamwe n'uko 'kudasigura neza ubutumwa' bigerageza Ubutumwa Bwiza ngo bwamburwe intango yabwo. Igisigaye ni nk'ikibarara kigaragara.[267]

Ubwoko *bwa gatanu* bw'ubundi Butumwa Bwiza' buboneka mu bwoko ubwo ari bwo bwose bwo kuvanga inyigisho, aho ukwizera kwa Gikristo kw'ukuri kuvanze n'ikintu kigaragara kirwanya Abakristo, akarorero: igihe bivuzwe ko Imana idashobora kwegerwa uyitumbereye[268] ariko ko hakenewe abahuza[269], akarorero: mu bwoko bw'impwemu za ba sogokuruza canke z'abantu bapfuye b'ubwoko bwose. Ukuvanga inyigisho nk'uku si ikindi atari ugusenga ibigirwamana.

*Ubwa nyuma*, ubwoko buteye akaga cane ku bikorwa vyose ni ubutumwa buzwi muri iki gihe nk'Ubutumwa Bwiza bw'ubuzima n'ubutunzi' buvuga iterambere ry'ibintu biboneka nk'ubugombe bw'Imana ku bantu bayo bose. Mu kuvuga 'Ubutumwa Bwiza' nk'ubwo buhiritse, ukubaho kw'imibabaro mu buzima bw'abizera birahakanwa.[270] Mu nyuma, abantu baragirizwa ko ata kwizera bafise mu gihe Imana itabahaye ugukira kw'umubiri canke ibintu vyinshi bifadika. Bagerageza guhirika ukuboko kwayo mu 'kuziganya bike kugira ngo bunguke vyinshi'. Ikiranganzira co kubiba no kwimburana umwete mu buryo bw'impwemu gifatanye n'iyi nyigisho y'ikinyoma. Ubu 'Butumwa Bwiza bw'ubutunzi' burashobora kuba bwarononye vyinshi mu bituma haba ijanabutumwa kw'isi kuva Intambara ya II y'Isi Yose yarangira kurusha ivyo vyose vyononye namaze kuvuga.

---

[266] Efs. 4:11
[267] 1 Kor. 15:13,14
[268] Bitandukanye na Heb. 4:14-16 & 10:19-22
[269] Bitandukanye na 1 Tim. 2:5
[270] Bitandukanye na 2 Tim. 3:12

Igihe kimwe namaze indwi mu nzu y'umupasitori wo muri Afrika yari yantumiye kwigisha isemineri ku bijanye no kumenya ijanabutumwa ku bandi bapasitori bo muri ico gisagara, muri iyo ndwi nyene. Buri mugoroba yama araba urutonde rw'Imboneshakure (TV) zo muri Amerika zari zafashwe amajwi mw'ivugabutumwa ry'icubahiro n'ugushariza: ishengero nkuru (katedrali) nziza, imikorere y'ivyo amajwi ihanitse, umugwi munini w'ibikoresho vy'umuziki uherekeje imigwi y'abaririmvyi bambara ikanzu ndende, ikoti n'impuzu zizimvye, ururimi rwo kwiyemera 'vyite izina wongere uvyature' hamwe n'ibindi vyo kwiyerekana bitari vyiza kw'isi yo kwinezereza vy'umwuga. Uru rutonde rwarabandanije amasaha n'amasaha, ijoro ku rindi.

Ibizovamwo biramenyekana: 'Nimba uko ari ko Ubukristo bumeze, natwe turabushaka'. Biratangaje? Ni nde mukene yobwira 'oya' ubutunzi yibwira ko yoshobora kuronka mu gukurikira ukwizera nk'ukwo canke inzira nk'iyi yo kwizera? Ni nde yoshobora kumwagiriza ko ibirimwo biba atari ngirakamaro kurusha ibikayangana bizingiriyemwo biriko birerekanwa?

Nyamara, twari twaraburiwe kera cane ngo 'Ntimugakunde isi canke ibiri mw'isi. Umuntu niyakunda isi, ugukunda Data wa twese ntikuzoba kuri muri we. Kuko ikiri mw'isi cose – ari ivyifuzo vy'umubiri, *n'ivyifuzo vy'amaso, n'ubwibone bw'ivyo afise n'ivyo akora* – bitanduruka kuri Data wa twese, ariko vyanduruka mw'isi'.[271]

Ivyifuzo vya kamere vy'Ubutumwa Bwiza bw'ibintu bifadika n'ubutunzi burwanya mu buryo butandukanye inyifato yo mu buryo bw'impwemu yo kwiyanka no 'kwikorera umusaraba' iyo Yesu yiteze mu bigishwa biwe. Kubw'ivyo mbona icitwa Ubutumwa Bwiza bw'ubutunzi nka kimwe mu bitera akaga kandi bimugaza imishaha n'ubundi Butumwa Bwiza' bwo muri iki gihe cacu, kubera ko bushimangira cane ku vyifuzo vya kamere k'abantu b'abakene kandi bukonona akamaro k'ijanabutumwa ryabo, bugasomesha nturi ishaka ryabo ry'ivugabutumwa ku kwifuza. Reka 'abahendahenze aba bato' bihane kandi bahindure inzira zabo, imbere yuko 'urusyo rw'igihano ruhambirwa ku mazosi yabo'![272] Ikigaragara nuko ingingo zikomeye cane zikenewe kugira ngo ikibazo gikemurwe neza.[273]

---

[271] 1 Yoh. 2:15,16 (indome zikitse)

[272] Mat. 18:6,7

[273] Mat. 18:8,9

Reka Umwami atugirire ubuntu twese abafise inshingano zo kuvuga Ubutumwa Bwiza bwiwe haba kure canke hafi, kugira ngo dushobore kubushikiriza mu kwera kwabwo bwose ata gahiritse na kamwe.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Tegura 'ubundi Butumwa Bwiza' Pawulo yariko aragwanya mu cete ciwe yandikiye Ab'i Galatiya.*
2. *Ni ubuhe bwoko bw'ubundi Butumwa Bwiza' tubandanya tubona muri iki gihe cacu?*
3. *Ni igiki umwanditsi yerekanye nk'akaga gakomeye ku bikorwa vy'ijanabutumwa' – kandi kubera iki?*
4. *Ni mu buhe buryo bwo gutumatumako izi nyigisho z'ibinyoma zakwiragijwemwo neza?*
5. *Rondera ivyanditswe bitatu 'bivura' uku guhirika Ubutumwa Bwiza.*

### *3. Ab'i Tesalonike (1 & 2)*

Ugusenga ubudasiba kwa Pawulo no gushima kubw'Amashengero 'yiwe' vyerekana umubano wiwe wa hafi n'abanyeshengero babo.[274] We n'abakozi bagenzi we babana *mu* b'i Tesalonike,[275] atari mu kigo c'abajanabutumwa canke mw'I hoteli. Kuba mu bantu wifuza vyongereza imigenderanire y'ijanabutumwa kandi bitera intege no gukomeza umubano na buri muntu.

Yerekana ubucuti afitaniye na bo mu majambo ya kivyeyi: 'nyina', 'abana bato', 'se' n'ukwifuzana'; kandi 'ntitwasangiye Ubutumwa Bwiza gusa ariko n'ubuzima bwacu na bwo'.[276] Yanezerejwe n'uko, twihojeje ko bari bafitaniye umubano wa hafi, batigeze basigura ubutumwa bwiwe nk'umuntu asanzwe, ariko nk'uwuvuye ku Mana.[277] Ubucuti ntibwigeze bubangamira ububasha bwiwe bw'intumwa.

Pawulo arabashimira kubwo kwigana, akaranga keza k'abigishwa, b'Umwami kandi biwe n'ab'abakozi bagenzi we.[278] Guhindura no kwigisha ni ibintu bibiri vy'inzira imwe.

Kandi babaye abigana Amashengero y'I Yudaya, baciye mu guhamwa.[279] Imibabaro iciye mu guhamwa kubwo kuba abashinga intahe, bigenda nk'icigwa nyamukuru muri ibi vyete.[280] Kandi bari abashinga intahe! Ubuzima bwabo bwari akarorero k'Ubukristo nyakuri. Bavuze Ubutumwa Bwiza mubu Giriki no hanze yaho, kugira ngo ukwizera kwabo kumenyekane hose. Pawulo mbere yumvitiye ahandi ukuntu bari bakiriye neza ubutumwa igihe we n'umugwi wiwe bahashika ubwa mbere.[281]

Yabateye intege zo *gusengera* igikorwa ciwe, kandi nubwo bahamwa yabasavye kandi gusenga kugirango bakizwe abantu babi.[282]

---

274 1 Tes. 1:2,3; 2:13,17; 3:9,10 & 2 Tes. 1:3,11,12; 2:13
275 1 Tes. 1:5b
276 2:7,8,11; 3:6
277 2:13
278 1:6; 2:10,12
279 2:14
280 1:6; 2:2,14; 3:3,4 & 2 Tes. 1:4,5; 2:4; 3:2
281 1 Tes. 1:7-9a
282 5:25 & 2 Tes. 3:1,2

Ab'i Tesalonike bari barahindukiye bava mu bigirwamana vyabo baja ku Mana nzima.[283] Pawulo yaciye ahindukirira benshi mu bizera b'abanyamahanga; Abayuda basa nkaho ari bake.

Turamwenyura, iyo dusomye ngo 'murabizi … ugushika muri mwebwe kwacu ntikwabaye ukw'ubusa.[284] *Ntibabonye* ugutembera kwa Pawulo nk'uko, ariko *ni ko* yavyiyumviriye, kandi yaruhutse igihe igikorwa ciwe cerekanye ivyamwa.[285] Na Pawulo yari akomeye ni umuntu bihagije akeneye guterwa intege!

Gukubitwa, gufungwa, kubohwa no kuba muri nyamugigima vyari gushobora gutuma *tuva* aho twakorera ibikorwa vy'ijanabutumwa, ariko ntivyagize iyo ngaruka kuri Pawulo na Sila muri Filipi. Bavuye gusa mu gisagara baca babandanya gukorera i Tesalonike.[286]

Imibabaro yiwe yatumye bidakenerwa kwibutsa Ab'i Tesalonike impamvu yiwe nziza,[287] nubwo bamwe babajije ibi, bamwagiriza ubukunzi bw'inda. Ku vyerekeye impamvu, Pawulo avuga ko naho yari gushobora guhenda Ab'i Tesalonike, Imana ntiyoshobora guhendwa kandi yagejeje Pawulo yongera iramwemeza nk'umujanabutumwa.[288]

Muri uyu muco avuga kandi ingingo yiwe yo kujisha amahema – kugira ngo ntaremere umuntu n'umwe.[289] Igihe yakorera i Tesalonike yakiriye ubufasha buvuye I Filipi.[290]

Pawulo ntiyatwarwa n'inyiyumvo mbi ku Bayuda ahubwo yabonye uko bari bamerewe mu buryo bw'impwemu.[291]

Ibi ntivyigeze bituma habaho 'gukumira ubwoko';[292] yama abanza kubabwira Ubutumwa Bwiza hanyuma akenshi akama abagaragariza urukundo abafitiye.[293]

---

283 1 Tes. 1:9b
284 2:1
285 3:1,2,5-8
286 Ivyak. 16:22-28; 1 Tes. 2:2
287 2:3,5
288 2:4
289 2:4,6,9 & 2 Tes. 3:7-9
290 Flp. 4:16
291 1 Tes. 2:14b-16

Nta mujanabutumwa ashobora kwama akora nk'uko vyateguwe. Pawulo yari azi *uwa*mubujije.[294] Igihe kimwe Mpwemu Yera yaramuhinduriye inzira yiwe; ikindi gihe Satani yaramurwanije.[295] Inyishu yiwe kwari ugusenga ngo 'Imana Data wa twese ubwayo n'Umwami wacu Yesu bagorore inzira … yo kuza hiyo'.[296]

'Igihe twari[297] tutagishoboye kuvyihanganira … twatumye Timoteyo'.[298] Kuja i Tesalonike vyohavuye bihagarika igikorwa ciwe yari yatanguje I Korinto. Ni vyiza gufita abo mukorana bo gutuma mu bindi bikorwa.

'Umwami abagwirize, abasagirize urukundo mukundana *no gukunda abandi bose* …' vyabaye itegeko mu gikorwa c'ijanabutumwa kuva Yesu abivuze.[299]

Ni ngirakamaro cane ku mashengero yo mu Bihugu bikiri mu nzira y'iterambere 'gukorana n'amaboko yawe … kugira ngo … ubuzima bwawe bushobore *kwubahwa n'abantu bo hanze* kandi … *atari ukwisunga* umuntu n'umwe' no 'kuburira abo badafise ico bakora'.[300] Kudafita ico ukora n'ubukene birafitaniye isano kandi igitigiri c'Amashengero hamwe n'ibigo vyitega amafaranga y'abanyamahanga n'abakozi biragabishwa. Amashengero nk'ayo kenshi si Amashengero atuma abajanabutumwa. Pawulo ashikiriza iciyumviro c'ukuntu ivyo bikwiye guhinduka.[301]

Kugira ngo Ab'i Tesalonike babere umuhamagaro w'Imana[302] bisigura ibirenze kubaho ugororotse kandi vy'akarorero;

---

292 Si ijambo ry'ubu, ariko ryerekana ak. inyifato Yona yagize kuba Ashuri: yakuye abo bantu mu vyiyumviro vyiwe mu burenganzira bwabo bwo kwumva Ijambo ry'Imana.

293 Mu bindi bice, muba Rom. 9-11

294 Aka ni akarorero k'uburyo ingabire yo gutandukanya impwemu ishobora gukora, 1 Kor. 12:10

295 Ivyak. 16:7 & 1 Tes. 2:18

296 3:10,11

297 Ni ukuvuga, Pawulo birashoboka na Luka, gereranya n'Ivyak. 16:10-17a ('tu' na 'twe') naho tudashobora kuvuga twemeza ibibanza Luka yabonetsemwo. Kandi, Sila ashobora kuba yari yaragarutse avuye muri Bereya.

298 1 Tes. 3:1-8

299 Gereranya 3:12 (indome zikitse) na Yoh. 13:35 & 17:23

300 4:11,12; 5:14 (indome zikitse)

301 2 Tes. 3:6-12

302 1:11 & 2:17b (indome zikitse)

haba harimwo intsinzi y'intumbero nziza *zawe* zose hamwe n'*ibikorwa* biterwa n'ukwizera *kwawe'*. Aya majambo atera intege ivugabutumwa n'ijanabutumwa.

Mbere inyandiko z'ijanabutumwa zirashobora kubesha, kandi zikwiye kugenzurwa zirabwe ko ari iz'ukuri.[303] Satani azogerageza amayeri yose yo gutesha agaciro abakozi b'Imana n'inyigisho zabo.

Ikibazo ngirakamaro c'igihe c'iherezo mu b'i Tesalonike, kizovugwa mu gitabu ca IIB, igice ca IV#4.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Kubera iki bikwiye ko abajanabutumwa babana n'abantu babo bashaka, aho gutandukana na bo?*
2. *Erekana umubano nyezina wa Pawulo n'Ab'i Tesalonike.*
3. *Pawulo yakuye he ubufasha bw'amafaranga igihe yariko arakorera mu b'i Tesalonike?*
4. *Kubera iki Pawulo ahanura abantu gukora n'amaboko yabo?*

[303] 2:2; 3:17

## *4. Ab'i Korinto ba mbere*

Nshaka gusangira nawe imyihwezo *cumi n'itanu* ivuye muri iki cete:

Pawulo arasaba ubumwe mu bizera[304] kandi Yesu yavuze ko ari nkenerwa ko baba abamushingira intahe. Ijanabutumwa kw'isi ryovyungukiyemwo iyaba abarongozi baryo bokuyeho amacakubiri yabo.

Pawulo yaranezerejwe n'uko yabatije abantu bake gusa, ku buryo ata n'umwe yari kugira impamvu yo kwubaka ukwizera kwiwe kuri we aho kugushira kuri Kristo.[305] Kubw'ivyo, abajanabutumwa ntibakwiye kwishira mu bikorwa vy'Ishengero canke mu burongozi, ahubwo babirekere abarongozi baho hantu.

Ubutumwa bw'umusaraba no kwamamaza Kristo yabambwe birimwo ibintu bibiri. *Ica mbere* avuga ubutumwa ku buzima bwiwe no kwitanga ubwiwe; *ica kabiri* uburyo abigishwa biwe bakwiye kumukurikira mu vyo: 'kwiyanka … ukikorera umusaraba wawe … ukamukurikira'. Ivyo vya nyuma barakunze kuvyirengagiza mu kuvuga ubutumwa muri iki gihe. Nyamara, nitutamamaza Kristo *kandi* tukerekana inyifato yiwe yo kwitanga mu buzima bwacu, ubutumwa bwacu ntibuzokwegera abantu benshi mu Bwami.[306]

Ijambo rya Pawulo ryo 'kwiyumvira ico wari co igihe wahamagarwa' ribwira abo, baronse amahirwe yo gukorera Kristo igihe cose, kutishima kuko badasumba abandi bizera. Twobaye turi he ata gakiza ka Kristo? Pawulo mbere yaranavyibonyeko we nyene.[307]

Pawulo avuga ko umuntu atarubaka urwiwe ashobora kwitangira wese Umwami n'ibikorwa vyiwe, adashatse kunezereza uwo bubakanye. Ukwiyumvira kwiwe akenshi kurirengagizwa. Muri make avuga impamvu zimwe zituma abajanabutumwa bubatse bava aho bakorera ibikorwa vy'ijanabutumwa hatageze.

---

304 1 Kor. 1:10 & Yoh. 13:34,35; 17:11b,21-23
305 1 Kor. 1:14-16; 2:4,5
306 1:18,23; Luka 9:23; 1 Kor. 2:2
307 1:26-28; 2:1,3

Nyamara, ingingo yo kurongora canke kutarongora ijanye n'ubushobozi bw'abantu bwo kwirinda canke gufita ingabire, yo kutubaka bishobotse.[308]

Ingingo yo kuba vyose ku bantu bose[309] ivuga ivyerekeye ukwinjiza imico y'abajanabutumwa bakeneye kwiga imbere yuko bashobora gushikiriza Ubutumwa Bwiza mu buryo bujanye n'umuco.

Soma amajambo ya Pawulo yerekeye umushatsi, inyambaro no kwitwikira[310] mu mvugo yo kugarukana ubumwe mw'Ishengero, kandi ntubasigurire ko ari umuco w'ukuri w'ibihe vyose n'ahantu hose. Ikibazo ni ukuguma mu micungararo y'imico isanzwe yemewe y'ingingo y'ingeso nziza n'uguca bugufi. Pawulo yarabareze arabakuza kugira basubire guhuza Ishengero. Muri iki gihe cacu bishobora gusa gucamwo ibice Ishengero igihe ibibazo nk'ibi bitumvikana nk'ibikenewe ariko bigapfa kuzanwa, hamwe no gushaka gushiraho ubumwe, ukurikije ingeso z'imico n'imigenzo y'ibihe n'ahantu, uretse ivyacu. Kubw'ivyo, abakozi ndenga mico bakwiye kwitonda no kumenya abantu babakiriye, imbere yo gutorera inyishu ibibazo vy'umuco, utandukanye n'uwabo.

Pawulo avuga ibikoresho bitatu vyo gusanura ubumwe: nta macakubiri ari mu Butatu Bweranda, haba mu bikorwa vy'Impwemu, canke mu mubiri wa Kristo. Kuba Imana iha umuntu wese ikibanza kandi igakorera mu mubiri vyari bikwiye kuzana Ab'i Korinto kuruhuka no kunyurwa. Itandukaniro rikwiye kunezererwa, si ukurwanirwa. Amacakubiri akuraho urukundo; abigishwa ntibazomenyekana kandi igikorwa cabo kizoguma kidakoze.[311]

Urukundo rwasunitse Data gutuma Umwana ngo akize isi; rwakanguriye Umwana gutanga ubuzima bwiwe kubwa rwo[312] n'umujanabutumwa kuva ahantu hiwe hatekanye akaja kubwira Ubutumwa Bwiza abatarakizwa. Ubwiza n'inyifato vy'urukundo nk'urwo vyerekanwa mu gice ca 13, hagati y'igice

---

308 7:32-34; muri make, muri Taylor *Too valuable to lose'* … … 1997:92-94. impamvu zirimwo ak. abana, kugira ubukwe hanze y'ikigo c'ijanabutumwa, ibibazo vyo mu rugo/umuryango; 1 Kor. 7:7,9

309 9:19-22

310 11:1-16

311 12:4-6, 7-11 & 12-27 neza neza; 3:5b; 12:18,28; 1:10; 11:17,18; 13:1-13; 14:24,25

312 Yoh. 3:16 & 10:15b neza neza

c'ivya Mpwemu Yera n'Ingingo hamwe n'imigenzo.[313]

Ivyiyongera ku vyigishijwe ku vyerekeye ukuvuga neza Ubutumwa Bwiza *mw'Ishengero* kugira ngo abizera bakomezwe kandi abatarizera baze kwihana,[314] igice cigisha ku vyerekeye ukuvuga Ubutumwa Bwiza ndenga mico ku *bikorwa vy'ijanabutumwa ku banyamahanga*.[315]

Ikibazo c'umugore akwiye guhora' cararenze impinga. Imvugo yerekana ko abagore bakwiye kwirinda kubaza ibibazo biteshanya umutwe igihe bari mu miga y'Ishengero, ahubwo bakabaza abagabo babo i muhira. Iyaba Pawulo yashimangiye ku guhora burundu ku bagore, ntiyari no kubemerera gusenga canke kuvugishwa, canke gukorana n'abo nk'abunganizi mu gikorwa.[316]

Kwizera izuka ry'umubiri muri Kristo, hanyuma ku bantu biwe, hanyuma ku bandi bose si ico kwumvikanako. Guhakana izuka rya Kristo si vyiza: ni ikintu co muri kahise, cashingiwe intahe na benshi ko ari ikinyoma. Guhakana izuka ku bantu bose biteze agakiza kava muri Kristo, bikuraho ishingiro ry'Ubutumwa Bwiza kandi bituma ukwizera kuba ataco kumaze.[317] Umuntu yobaho azi Ubutumwa Bwiza harimwo ukuzuka, canke ata na kimwe azi. Ukuzuka gutegerezwa gufita ikibanza kidasanzwe mu kuvuga ubutumwa, mw'ivugabutumwa ryaho no mw'ijanabutumwa ndenga mico, kurya ko mu Vyakozwe n'intumwa n'ivyete.

Igihe yakora muri Efeso, Pawulo yugururiwe umuryango ukomeye ariko kandi yahuye n'abamurwanya. Ibi ni ibisanzwe bishika ku bantu babiba Ubutumwa Bwiza aho butari bwavugwe.[318] Mu 2 Ab'i Korinto turabona imibabaro ya Pawulo kubw'igikorwa ciwe.

Iyumvire ku 'kwitwararika abanyeshengero' kwa Pawulo: Ab'I Korinto bahimirizwa gufata neza Timoteyo. Pawulo yagize ibihe bikomeye na bo, kandi ntiyifuza ko Timoteyo ababara gutyo.

---

[313] Ibice vya 12 na 14 neza neza
[314] 1 Kor. 14:1-25
[315] 14:4b,5,12b,19 & 24,25 neza neza, kandi ak. 14:9-11,19,21a
[316] 14:34,35 & 11:5 neza neza; raba kandi Rom. 16:3-12
[317] Vyarerekanywe neza n'Ubutumwa Bwiza n'Ivyak.; raba kandi ak. 1 Tes. 4:16,17; Ivyah. 20:11-15; 1 Kor. 15:3-7,51,52,12-19
[318] 16:9; Ivyak. 19; Rom. 15:20

Igihe abarongozi b'I Korinto bagendeye Pawulo turabona ukwitwararika abanyeshengero kandi:[319] baramuhezagiye mu bintu bifadika no mu buryo bw'impwemu. Abajanabutumwa bakeneye ubugenzi n'ukwitwararikwa, cane cane bivuye mu bo bakorera.

Umuvumo ku bantu badakunda Umwami[320] ushimangira uburemere bw'Ubutumwa Bwiza. Hariho inzira imwe gusa y'agakiza. Ishengero ritegerezwa gushira imbere igikorwa caryo kurusha uko ribikora ubu.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Tanga n'imiburiburi impamvu zitatu zituma abajanabutumwa badakwiye kwishira mu bikorwa vy'uburongozi mu mashengero batanguje.*
2. *Ni ibihe bintu bibiri nyamukuru birimwo ubutumwa bw'umusaraba?*
3. *Bisigura iki 'kuba ibintu vyose ku bantu bose'?*
4. *Bibiliya yoba yigisha umuco w'ukuri ibihe vyose n'ahantu hose? Shigikira inyishu yawe n'uburorero.*
5. *Abagore bakwiye guhora mu rusengero? Shigikira inyishu yawe.*
6. *Ni izihe nyigisho nyamukuru z'Abakristo zigishwa ubudasiba mu misi ya mbere, kandi zishimangirwa na Pawulo muri iki cete?*
7. *Vuga muri make ivyo wize muri iki cete ku vyerekeye kwitwararika abanyeshengero.*

[319] 1 Kor. 16:10,11,16,17
[320] 16:22a

### 5. Ab'i Korinto ba Kabiri

Icigwa nyamukuru ngirakamaro cane mu cete ca kabiri Pawulo yandikiye Ab'i Korinto ni ic'imibabaro y'intumwa. Ico cigwa kizovugwa vy'umwihariko mu gitabu ca IIB, igice ca II#5. Muri iki twinjiyemwo turaba ibibazo *cumi n'umunani* vy'ijanabutumwa muri rusangi.

Pawulo yari yabonye umuryango wuguruye w'igikorwa muri Tirowa, ariko yavuye mu gisagara igihe ata mahoro yo mu mutima yari afise kuko Tito atariho yari.[321] Mu nyuma muri iki cete turatahura impamvu. Ntiyari ahagarikishijwe umutima na Tito kurusha uko vyari bimeze I Korinto, aho yari yamutumye. Impamvu yari iy'umubano wiwe bwite utoroshe bo n'iryo shengero. Igihe Pawulo yagenda I Makedoniya agahurirayo na Tito afise inkuru nziza ivuye I Korinto, amahoro yiwe yo mu mutima yaragarutse.[322] Umubano wo guhagarika umutima wanamubujije no gushobora kunezererwa imiryango yuguruye Imana yamuhaye kubw'igikorwa!

Hariho ihumure ku bajanabutumwa biriko biragora kwiga ururimi rwaho kandi bitarakunda ko baruvuga neza. Inyishu ni ukuba umubavu umota neza wa Kristo.[323] Nimba ingendo zacu, inyifato n'ingeso zacu ari ubucuti, urukundo no kugira impuhwe, abantu barashobora 'kumoterwa Kristo' muri twebwe imbere yuko dusigura ibimwerekeye n'ibikorwa vyiwe mu majambo. Ikigereranyo gisa n'ico ni: kuba 'icete ca Kristo … gisomeka ku muntu wese'.[324] Vyerekana ko *kuba* bitangurira *gukora* kandi no *kugenda* bitangurira *kuvugana.* Abantu bazobona igikorwa c'Impwemu biciye muri wewe, mbere ata majambo.

Igihe, nk'abajanabutumwa, twakoze neza cane duciye mu kibuga c'amamime y'ibibazo ndenga mico bitoroshe, turashobora kuvuga gusa ko ubushobozi bwacu ari igikorwa c'Imana muri twe,[325] n'ingabire yayo. Ni igitangaza kandi si ikintu co kwirata.

---

[321] 2 Kor. 2:12,13
[322] 7:5-16
[323] 2:15
[324] 3:2,3
[325] 3:5,6

Abajanabutumwa bakwiye kumenya ko, inyuma y'ivyakozwe vyose kugira ngo barongorere abantu kuri Kristo, hazokwama hariho abo amaso yabo anyegejwe ibintu vyo mu buryo bw'impwemu kandi bazokomantaza imitima yabo.[326]

Umwansi nyawe ahumisha umutima w'ukutizera; ni imana yo muri iki gihe,[327] ikangurira abantu bose kurwanya Ubwami bwa Kristo. Intambara yo mu buryo bw'impwemu ntikwiye kwirengagizwa,[328] cane cane aho imipaka y'Ubwami igarukira mu gushikira abatarashikirwa.

Mu kwamamaza Kristo, twemeza ubudasa bwiwe n'inzira yo gusa y'agakiza.[329] Nta yindi nzira iriho. Gufata minenerwe uko kuri ni co kimwe no gusambura ico ijanabutumwa kw'isi ryashiriweho.

Ibifitaniye isano n'ibi, nuko Pawulo yerekana ikigereranyo n'irema. Umuco wirukana umwiza, nka Kristo, Umuco w'isi, yirukana umwiza mu mitima y'abantu, hanyuma akongera akabarema mw'ishusho yiwe.

Co kimwe, Arungika abajanabutumwa biwe mu mwiza: 'Nk'uko Data yantumye, ni ko nanje ndabatumye'.[330] Uyu murongo uhuza icete c'ivya Kristo n'igikorwa cavyo.

'Kuko tuzi ingene ugutinya Umwami wacu kumeze, tugerageza kwemeza abantu'[331] 'kudafata minenerwe kwigisha'. *Ukubaho kw'ivugabutumwa,* (kuba hafi nk'Abakristo) ntibizokora. No *gutangaza ivugabutumwa* (kuvuga ubutumwa gusa) ntibihagije. Umubano ushingiye ku *kwemeza ivugabutumwa* urakenewe. Iki ni ikiyago, hafi yo gushwana n'abantu, ugerageza kubemeza. Ni vyo, Mpwemu Yera gusa ni we ashobora kwemeza abantu.[332] Ariko nimba dutinya Umwami kandi tuzi neza ivy'ukuri vyiwe, tuzogerageza cane gukiza abantu. Pawulo avuga ko urukundo rwa Kristo rutugobera:[333]

---

326 4:3
327 4:4
328 Efs. 6:10-20
329 2 Kor. 4:4b; Yoh. 14:6
330 4:6; Ita. 1:3; Yoh. 1:4,5,7,9; 8:12; 12:46; 2 Kor. 5:17; Yoh. 20:21
331 2 Kor. 5:11
332 Yoh. 16:8
333 2 Kor. 5:14

Yaradupfiriye kubw'ivyo rero dukwiye gufatana uburemere ivugabutumwa n'ijanabutumwa, dukwegera abantu mu gusubiza hamwe n'Imana biciye muri Kristo. Iki *gikorwa co gusubiza hamwe* ni twe tukijejwe.[334]

Tubwirizwa kwikangura ningoga kubw'ijambo-ubu'[335] ry'ijanabutumwa kw'isi. Igihe c'ubuntu ntikizokwamaho.[336] Ibihugu biriko birugara Ubutumwa Bwiza. Guhamwa kuriyongera.[337] Ibihano bimwe bimwe biza biriho. Tubwirizwa gushira imbere ibintu vy'ibihe bidashira igihe cose 'ubu' hamara. Buhava bwira atawugishobora gukora.[338]

Kwihana neza kwerekanwa n'akababaro k'abantu kubw'ivyaha vyabo.[339] Gukizwa kubw'ibishobisho si bibi; birumvikana ko abantu bamaze kwibona ubwabo n'ivyaha vyabo mu muco w'ukugororoka kw'Imana baduka bakarira. Nyamara, amarira ntiyerekana ukwihana kw'ukuri. Ivyamwa biboneka mu nyuma, n'ivyo bivyerekana.[340]

Kristo, umutunzi imbere yo kwigira umuntu, *yahindutse umukene ku bwacu* mu kuba umuntu, no kumenyana n'abakene.[341] Kubera iki none abajanabutumwa benshi muri iki gihe biyumvira ko badashobora gukora akazi kabo badafise uburyo buboneka? Abakene bakunze kugira ikibazo co kumenyana n'abajanabutumwa babayeho mu rugezo rwo hejuru rw'ubutunzi kuruta uko bakora. Aba bajanabutumwa, cane cane abashira amafaranga mu bikorwa vyabo ubudasiba, barashobora kwitiranya Inkuru nziza n'ubutabazi bw'amafaranga bazana. Ibitangaza vya Kristo vyo gutanga vyaba rimwe rimwe, atari ivyateguwe – mbere *Yaranse* kwama ategura muri ubwo buryo.[342] Pawulo yakora akurikije iyo ngingo nyene.

Pawulo yerekana inshingano z'umuntu wese ku gikorwa c'Imana:[343] muri iki gihe anezerejwe n'uko Tito afise ishaka n'ibikorwa nka we.

---

334 5:15,19,20
335 6:2
336 Yoh. 9:4
337 Mat. 24:9,21
338 Yoh. 9:4
339 2 Kor. 7:9
340 Mat. 3:8; Rom. 10:9,10
341 2 Kor. 8:9
342 Yoh. 6:27
343 2 Kor. 8:16,17

Pawulo ntiyari yasize ivyo kuri Tito; Umwami ni we yabisize mu mutima wiwe. Pawulo yizera ko ukwizera kw'Ab'i Korinto kuzokura, kugira ngo akarere k'igikorwa ciwe muri bo kaguke. Mu yandi majambo: niyo ukwizera kw'Ab'i Korinto kwakura, ubwiza buzoba bwiyongereye ku gikorwa ca Pawulo yahejeje. Ibi bisigura ko atazoba akeneye cane gukorera muri *bo*, kandi agashobora kwibanda kw'ivugabutumwa mu bundi burere *hirya yaho*.[344]

Pawulo yari arajwe ishinga no kuvuga Ubutumwa Bwiza aho butari bwavugwe[345] nk'ubwiza bw'igikorwa ciwe. Ibi bigaragarira muri 'Nabasezeraniye ko … Kristo … nk'inkumi itunganye'.[346] Yari afise impungenge, kuko Ab'i Korinto bahendwa vyoroshe kandi yongera abasaba gukurikira ukugororoka – icifuzo yahinduyemwo gusenga.[347]

Pawulo ntiyigeze yemera ubufasha na bumwe buvuye mu b'i Korinto yakoreramwo.[348] Yakora ku buntu, 'ngo ntabe umuzigo … mu buryo bwose'. Ariko yemera ubufasha anezerewe buvuye mu mashengero *y'I Makedoniya*, igihe yakorera mu *b'i Korinto*, canke buvuye mu *b'i Korinto*, igihe yakorera muri *Efeso*.[349] 'Ku buntu' bisa nkaho vyibagiwe muri iki gihe. Bisigura: ntukizere canke ngo usabe ubufasha abantu; wizere Umwami wenyene ku vyo ukeneye vyose vyaba ivyawe canke ivy'igikorwa. Ntukabe umuzigo ku muntu n'umwe, cane cane abantu ukoreramwo, kugira ngo Ubutumwa Bwiza bushobore gukwiragira ata nkomanzi.[350]

Ingingo y'imibabaro myinshi' igomba ukuri kw'igikorwa nyaco c'intumwa, *atari ukukigwanya*.[351] Mu *nkomezi* z'umuntu inkomezi z'Imana ntizoshobora kwiyerekana, ariko mu *ntege nke* ziriyerekana.[352] Intege nke z'umuntu ni ryo *shimikiro* ry'ugukora kw'inkomezi z'Imana, *si icemeza ukugwanya* ukuri kw'igikorwa. Iki ni co intumwa z'ibinyoma zananiwe kandi nubu zikinanirwa gutahura no kwemera.

---

344 10:15,16
345 Rom. 15:20; 2 Kor. 10:15,16
346 11:2
347 11: 3,4,20,28; 12:9b,20,21; 13:11a
348 11:7-10
349 1 Kor. 16:8,17
350 9:12b
351 2 Kor. 11:24-27
352 12:9

Ubumenyi bukomeye bwo kugira ubucuti n'Imana[353] bufise igiciro. Uko tubandanya tuba mu nkomezi z'ukuzuka kwiwe, ni ko tubandanya dufatanya na we mu mibabaro yiwe.[354] Ibi birashobora kuza mu buryo bw'amarushwa ya Satani. Nimba amasengesho yo gutabarwa atishuwe, turazi ko Imana ifise impamvu zayo.[355]

Ibiranga intumwa ni ibimenyetso, ibikorwa bikomeye n'ibitangaza.[356] Abantu benshi cane bakunda kwiyita intumwa, mu bikorwa vyabo ibi bibaranga birabuze. Bakinisha Umwami kandi na bo nyene ubwabo. Isi ntifashwa n'ubwibone nk'ubwo.

Gukunda ibintu bifadika vyarandukije ivyiyumviro vy'ijanabutumwa. Twoshobora vy'ukuri kubwira abantu dukorera ngo: 'ico dushaka si ubutunzi bwanyu ariko mwebwe'? Pawulo yari yiteguye *gukoresha* amafaranga yiwe ku b'i Korinto, atari ukubaronkamwo *inyungu* kandi yari yiteze ibisa nk'ivyo mu bakozi bagenzi we. Nyamara, bamwe biyumvira ko bashobora gukurikira inzira z'ibintu bifadika badahanwa. Mbega ikituraje ishinga nyamukuru ni ukubeshwaho n'ibivuye mu Butumwa Bwiza nk'uko ari *uburenganzira* bwacu*,* canke ni ukubuza ugukwiragizwa kwabwo mu gushikira ubwo burenganzira? Kuvuga Ubutumwa Bwiza ku buntu ni impembo ubwayo. Nta kintu na kimwe kirwanya ukuronka ingabire *utasavye* – mu vy'ukuri, kwemerera abantu gutanga vyongereza ubutunzi mu buryo bw'impwemu. Kandi, abakozi b'Ubutumwa Bwiza bakwiye kuba aba mbere gushinga intahe y'ivyo bamaze kubona ko '*Imana* ishoboye kugwiza Ubuntu *bwose* … kugira ngo mu bintu *vyose* igihe *cose* [ba]ronke ivyo bakeneye *vyose* …'.[357]

Ubwa nyuma, Pawulo avugana ububasha bwiwe:[358] gukurikiza indero mu banyeshengero biwe. Yobaye atabukoresheje, ariko kandi ntukirinde guhangana igihe bikenewe. Mbega tweho gute? Twoba dukunda amahoro cane ku buryo tworeka akarenganyo kakagira inzira aho guhangana n'ababikoze?

---

353 12:2-4
354 Flp. 3:10
355 2 Kor. 12:7-9
356 12:12
357 2 Kor. 12:13-18; 1 Kor. 9:12,14,15,18; 2 Kor. 2:17; 6:3,10b; 11:7,9; Flp. 4:17; 2 Kor. 9:8 (indome zikitse)
358 13:2b,10

Canke tubirekere abarongozi b'aho hantu? Gutinya umuntu[359] canke kudahangana n'imico yacu bikwiye kubangamira ibice bitamenyekanye cane mu bikorwa vyacu.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni irihe humure riri ku bajanabutumwa bataramenya neza ururimi rwaho?*
2. *Sigura itandukaniro riri hagati y'ukubaho kw'ivugabutumwa', 'ukwamamaza kw'ivugabutumwa' n'ukwemeza kw'ivugabutumwa'. Ni ukuhe Pawulo yakoresheje?*
3. *Ni igiki kigaragaza ukwihana kw'ukuri?*
4. *Kubera iki abajanabutumwa bakwiye gukorera ku rugezo rumwe rw'ubutunzi co kimwe n'abantu babakiriye?*
5. *Ni iyihe ngingo Pawulo yakoresheje mu kwemera (canke guhakana) ingabire z'ubufasha?*
6. *Imibabaro yoba ari icemeza c'ukurwanya igikorwa c'ukuri c'ijanabutumwa?*
7. *Kubera iki 'ihwa mu mubiri' rishobora guhabwa abajanabutumwa?*
8. *Sigura mu ncamake uburyo bwa Pawulo buri inyuma y'ibikorwa vyiwe vyo kuvuga Ubutumwa Bwiza ku buntu.*

---

[359] Imig. 29:25

## *6. Abaroma*

Muri iki gitabu nihweza ibibazo *cumi na babiri* ngira nkubwire hano:

Pawulo atanga ingingo zibiri zerekana agakiza nyakuri: kwatura ubwami bwa Yesu n'akanwa no kwizera mu mutima yuko Imana yamuzuye imukuye mu bapfuye.[360] Ibi birengeye kuduza ikiganza kimwe canke kugenda ku gicaniro inyuma yo guhamagarwa kwihana. Nimba ingingo za Pawulo zashitsweko zishobora gusuzumwa gusa mu bihe vyo gukurikiranwa. Ikindi kintu cose kitarimwo kirongorera ku kwibesha.

Yatanze akarorero keza ko kuvuga Ubutumwa Bwiza mu karere mu muco umwe (ivugabutumwa) co kimwe na ndenga mico (ijanabutumwa) ku batarashikirwa: 'none bazokwizera bate, uwo batarumva canke bazokwumva bate ata wabasiguriye, kandi bazosigura bate *batatumwe*?'[361] Mu yandi majambo: nta muvugabutumwa canke umujanabutumwa ashobora canke akwiye gukora wenyene, ariko akwiye gutumwa n'Ishengero. Kubw'ivyo, Ishengero ryirengagiza inshingano zaryo muri iki kibazo ntirishobora gushitsa impamvu nyezina ry'ukubaho kwaryo, ni ukuvuga gushikira isi kubwa Kristo.

Gukorera cane mw'ivugabutumwa ry'Abanyamahanga vyatuma Abayuda bagira ishari, ni bumwe mu buryo bukomeye bwa Pawulo mu gushikira abo mvuze no kubarongorera mu kwemera Ubutumwa Bwiza.[362] Iyi ngingo ivuga vyinshi birenze aho naho biri uko, kandi ntikwiye kugarukira ku Bayuda; Yesu aza yaratwigishije ivyerekeye gutuma abantu bagira ishari biciye mu rukundo rw'Abakristo hamwe n'ubumwe muri twebwe.[363]

Yesu yavuze ko 'uwa mbere azoba uwa nyuma kandi ko uwa nyuma azoba uwa mbere'.[364] Mu gikorwa ciwe cose Abayuda babaye aba mbere mu kwakira Ubutumwa Bwiza, nubwo benshi babwanse. Hanyuma ubutumwa buca bubandanya ku banyamahanga kandi inyuma yuko igitigiri cabo cuzuye gusa camaze gukizwa ni ho Abayuda bazobwemera ku rugero runini.[365]

---

[360] Rom. 10:9,10
[361] 10:14,15 (mu majambo yanje n'indome zikitse)
[362] 11:11,14
[363] Yoh. 13:35; 17:23
[364] Mat. 19:30 & 20:16 –iyi mirongo yompi yubaka umugani w'abakozi b'umuzabibu
[365] Rom. 11:25,27

Ishingiro ry'ubu buntu ni amasezerano Imana yahaye ba sogokuruza.[366]

Igihe Pawulo avuga ko 'Imana yugaraniye abantu bose mu mugararizo kugira ngo Ibagirire imbabazi bose'[367] *ntiyagomvye kuvuga ko umuntu wese azokizwa*. Ivyo vyosigura inyigisho ya bose, ari yo yobaye ikintu kivanze mu nyigisho za Pawulo. Ico *ashaka* kuvuga, n'uko ingabire y'imbabazi z'Imana ikwiye *kuboneka kuri bose*. Nta n'umwe akwiye gukumirwa.[368]

Kwihanganira abadakomeye n'abakomeye[369] *navyo* bikwiye gusomwa mu mbono y'*ijanabutumwa* aho itandukaniro ry'ivyiyumviro vyuzuye bivuye mu ntango y'imico ikeneye kwitwararikwa. Mu bikorwa vy'ijanabutumwa, gutandukanya ivyiyumviro vy'umuco birashobora guhinduka intambamyi ikomeye hagati y'abenegihugu n'abajanabutumwa ndenga mico, kandi mu gihe abo mvuze bakorera mu migwi y'imico myinshi. Gutandukanya umuco akenshi bikunze kugaragaza inzitizi mw'ijanabutumwa kw'isi. Ikibano c'imico myinshi ya Roma na co caragaragaye mw'Ishengero. Ingingo za Pawulo[370] zishika kure cane birenze kurya inyama canke kunywa vino: ntidukwiye kwinezereza, gutyo bigatuma abavukanyi bacu batsitara kw'itandukaniro ry'umuco, ikibano canke mu buryo bw'impwemu.

Twese tuzohagarara imbere y'intebe y'imanza y'Imana.[371] Duhereye ku mbono y'ivugabutumwa n'ijanabutumwa (uretse imvugo itumbereye yo kudacira urubanza *mugenzawe*) ibi vyari bikwiye kudutera intege zo gushikana Ubutumwa Bwiza kuri buri muntu wese.

Kumenyekanisha Ubutumwa Bwiza aho butaraboneka, mu yandi majambo: guha ikibanza ca mbere abatarashikirwa hamwe n'abashikiriwe gato, ni ingingo ya Pawulo[372] ikwiye kurongora ijanabutumwa kw'isi yose no muri iki gihe. Kenshi na kenshi inkomezi z'ijanabutumwa zerekeza ahantu Ubutumwa Bwiza bushobora kwumvikana incuro ijana ku musi, mu gihe abatigeze babwumva na rimwe, birengagijwe.

---

[366] 11:28,29
[367] 11:32
[368] 2 Pet. 3:9
[369] Rom. 14
[370] 14:1-15:7
[371] 14:10-12 – urubanza ku bikorwa vyacu, *atari* ku kwizera kwacu
[372] 15:20,21

Pawulo ntiyigeze aba ahantu hazwi canke hatekanye, canke ngo abe umurongozi waho hantu. Umujanabutumwa nyawe aguma yimuka. Yahora akorera i Yerusalemu aciye muri Antiyokiya, Kupuro, Aziya Ntoya, mubu Giriki gushika muri Iluriko (Alubaniya no ku nkombe za Korowasiya).

Aka kari agace kanini cane kandi gategerezwa kuba karahagije Pawulo ku buryo yashoboye kuvuga ngo 'ntihakinyagukiye muri ibi bihugu'.[373] Kubw'ivyo yaravye ahantu atari bwashike, ni ukuvuga I Sipaniya.

Pawulo yumvise arekuriwe gusaba Abaroma ubufasha kubw'urugendo rwiwe rwo kuja I Sipaniya – nubwo bishoboka ko atigeze ashikayo. Ntiyigeze adomako urutoke ubwo bufasha, ariko yarasavye amasengesho.[374] Yaranse gutandukanya igikorwa ciwe c'ijanabutumwa no kugira uruhara mw'Ishengero.

Yavuze ingingo, ko *abakira* Ubutumwa Bwiza (ni ukuvuga Abanyamahanga) bakwiye gusangira uburyo bwabo bw'ibintu bifadika n'*ababutumye* (ni ukuvuga Abayuda).[375] Pawulo arabisigura neza incuro nyinshi mu bindi vyete.

Kuba Ubutumwa Bwiza butegerezwa kumenyeshwa abantu bose ni ikintu kitazwi ku barongozi b'amashengero muri iki gihe. Nimba ijanabutumwa kw'isi rikwiye kuronka ikibanza rigenewe, guhishurirwa n'Imana birakenewe kuri bo, kugira ngo ivyasigaye vyerekana ubukene bw'Ishengero[376] bizobe intumbero yaryo nyamukuru.[377]

---

373 15:23,24. Pawulo ntiyagomvye kuvuga ko *umuntu wese* aza yarumvise Ubutumwa Bwiza, ariko ko *buri murwi w'abantu batandukanye* baza barashikiriwe. Raba J. Piper, *Let the Nations Be Glad,* Baker, Grand Rapids, 1993/2007:179-181; 192-195; 208

374 Rom. 15:30,31

375 15:26,27

376 Otis, *The Last of the Giants,* Chosen Books, New York, 1991:237,238

377 Rom. 16:25,26

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni izihe ngingo zibiri Pawulo atanga kubw'agakiza?*
2. *Ni izihe mpamvu nyamukuru zo kubaho kw'Ishengero?*
3. *Ni mu buhe buryo inyigisho za Pawulo zivuga ku badakomeye n'abakomeye zifitaniye isano n'imibano ndenga mico ibiri itandukanye: iy'umujanabutumwa ku bantu bamwakiriye n'ubwenegihugu butandukanye mu bajanabutumwa ubwabo?*
4. *Ni mu yihe mirongo 2 mu Baroma tubona icifuzo ca Pawulo co gushira imbere abatarashikirwa?*
5. *Uremezanya na Pawulo ko umujanabutumwa adakwiye kuba umurongozi waho hantu? Kubera iki?*
6. *Pawulo yashatse kuvuga iki igihe yavuga ngo 'ntihakinyagukiye muri ibi bihugu' (15:23,24)?*

## *7. Ab'i Kolosayi*

Pawulo yari afise imbono y'ijanabutumwa kw'isi yose,[378] bitandukanye n'abajanabutumwa benshi muri iki gihe bazi bike birenze ku gikorwa cabo; bamwe mbere ntibanezezererwa n'ivyo abandi bakora. Pawulo yari anezerejwe n'ivyamwa vyose, atari mu gikorwa ciwe gusa muri Efeso, ahubwo no muvya Epafura mu Kiyaya ca Likusi.[379] Nubwo Ab'i Kolosayi batari ivyamwa vy'igikorwa ciwe, Pawulo yahavuye afata inshingano z'umwunganizi, ku buryo yabasengera ubudasiba.[380] Isengesho ryiwe ryarimwo 'kwama ivyamwa mu gikorwa ciza cose' – aho yerekana ukwigisha mw'ivugabutumwa ryaho hantu co kimwe no mw'ijanabutumwa ndenga mico.[381]

Guterwa intege zo kuvuga ubutumwa hanze biri mu 'kuba abansi ariko ubu yabasubije hamwe na Kristo'.[382] Abantu, bibutse umubabaro wabo baherukamwo, bazogirira impuhwe abakiri muri wo.

Amajambo 'asangwa [muhora] … mutanyiganyiga'[383] yerekana ko Ubutumwa Bwiza atari ubutumwa buzimbutse, bumaze kwemerwa, buzokwemeza inyungu z'ibihe bidashira naho bwirengagijwe. Urashobora kubutakaza. Ibi bigaragarira mu guhimirizwa 'gukorera agakiza kanyu mutinya muhinda agashitsi'[384] no mu bindi bice.[385] Pawulo uko yari arajwe ishinga no kwigisha abihanye biwe ni ko vyari biri no guhindura abizera; ntiyashaka ko inguvu ziwe zipfa ubusa.[386]

Kuba yabonye ko '… Ubutumwa Bwiza … mwumvise … bwavuzwe mu baremwe bose bo musi y'ijuru'[387] ntivyari bigamije kwerekana ko yafata Igikorwa Gihambaye Twahawe nk'icaheze.

---

378 Kol. 1:6
379 Ivyak. 19 & Kol. 1:7 neza neza
380 1:9
381 1:6-10
382 1:21,22
383 1:23
384 Flp. 2:12
385 Ez. 18:24; Hebr. 6:4-6
386 1 Kor. 9:24-27; Gal. 2:2 & 4:11
387 Kol. 1:23b

Haracari ho akazi ko gukora, nk'uko yabivuze no mu bindi vyete.[388]
Gukiza abantu bifise igiciro c'imibabaro y'abakozi ba Kristo.[389] Bamwe bizera ko uko Pawulo yakomeza kwihanganira imibabaro, ni ko abizera bagenzi we bakomeza kurokoka.[390]

Pawulo yarwanije ubwoko bwose bwo kwikumira. Bamwe mu bizera biyumvira ko bari beza, ni ukuvuga mu buryo bw'impwemu, kurusha abandi, ariko yari agamije kwerekana '*umuntu wese* n'*ubwenge bwose* kugira ngo *umuntu wese* [abe] *atunganye* muri Kristo';[391] ibi vyasigura urugamba nyarwo kuri we.[392]

Pawulo yari ashishikariye kwigisha abihanye nka kimwe mu rutonde rwiwe rw'ijanabutumwa ryo gukurikirana,[393] kandi avuga mu ncamake ibintu bimwe bimwe: kuremesha umutima; ubumwe mu rukundo; gutahura ata mazinda Kristo muri We hari itunga ryose ry'ubwenge n'ubumenyi; kubaho muri Kristo; gushinga imizi no kwubakwa muri We; gushikama mu kwizera no kurushiriza gushima. Abantu bigishijwe neza muri ibi bice ntibazohendwa vyoroshe.

Mu kuvuga ko ata Mugiriki canke Umuyuda, uwakebwe canke utakebwe, uwudebagura, Umusikute, umuja canke uwidegemvya, ariko [ko] Kristo ari vyose kandi ari muri bose,[394] Pawulo avuga ko abahoze batizera n'abizera bashobora guhurizwa muri Kristo gusa; ko itandukaniro ry'inyigisho n'ukurera riri hagati y'abizera rishobora gutorerwa inyishu gusa muri Kristo;[395] kandi ko itandukaniro ry'imibereho n'ikibano rishobora gusa kuzimangana muri We.

---

388 Ak. mu 2 Kor. 10:15,16 na Rom. 15:23,24. N'igihe yari apfungiwe I Roma ntiyari bwagendere I Sipaniya kandi ashobora kuba yaguma yiyumvira kujayo amaze kurekurwa, Flp. 1:19,25,26; 2:24

389 Kol. 1:24; Flp. 3:10

390 O'Brien, wisunze 2 Kor. 4:12, muri Hawthorne, Martin & Reid, *Dictionary of St. Paul and his Letters,* 1993:625

391 Kol. 1:28 (indome zikitse); Pawulo yagaragaje ivyiyumviro bisa nk'ivyo mu 2:2,3,10 ('ryose', 'ryuzuye', 'bwose, 'vyuzuye')

392 1:29; 2:1

393 2:2-4,6,7

394 3:11

395 Aho ni mu gihe dusiguye 'abadebagura' nk'abantu basanzwe, batize n'Abasikute nk'abantu 'baguma bimuka b'abahinga' (nko muri Reicke & Rost, *Bijbels-historisch woordenboek,* V, 1970:53)

Muri Yesu gusa ni ho impome nk'izo z'urwanko zizosenyurwa.[396]
Pawulo asaba amasengesho yo gushigikira igikorwa ciwe, kubwo kwuguruza urugi[397] n'ubushobozi bwo gusigura neza ibanga rya Kristo, nk'uko yabisavye ubwa mbere.[398] Yasavye kandi Ab'i Kolosayi kumusabira ubuntu kugira ngo yihanganire ugupfungwa kwiwe.[399]

Mu nyuma abatera intege zo kugendana no kuganirana ubwenge, kugira ngo bazigame intahe yabo nziza no gukoresha amahirwe yo gushinga intahe yerekeye ukwizera kwabo muri Yesu Kristo.[400] Birashoboka ko yerekeza kw' ivugabutumwa ryaho hantu, rishingiye ku mubano.

Abajanabutumwa bakeneye kuguma bavugana n'Amashengero yabatumye.[401] Aba bakeneye kuguma bamenyeshwa ibiriko birabera aho gukorera ibikorwa vy'ijanabutumwa hamwe n'abajanabutumwa, kugira ngo aya mashengero ashobore gukovya mu gusenga.[402] Ibivugwa ni icifuzo ca Pawulo co kuguma amenyeshwa ivyerekeye uko Amashengero ariko arakora. Umubano w'Ishengero n'ijanabutumwa ukwiye kujana vyompi.

Igikorwa cabaye co kwinjiza umujanabutumwa, Yohana Mariko, yavuye mu gikorwa haheze imyaka 12-14 ubwa mbere yahujwe na Pawulo kandi birashoboka ko yagarutse mu gikorwa c'Ubutumwa Bwiza.[403]

Mariko na Yesu (Yusito) bari Abayuda bakorana na Pawulo mu Bwami kandi bamye bamuhumuriza. Mu gikorwa ndenga mico hashobora gukenerwa guhumurizwa mu bucuti bw'umuco umwe, cane cane mu gihe abantu bakorana mu gikorwa c'Imana.
Pawulo ashimagiza mugenzi we Epafura imbere y'Ishengero rya nyuma yatanguje. Nta shari canke uguhiganwa vyari muri Pawulo, gusa kunezererwa ivyerekeye intsinzi ya mugenzi we. Icari kiraje ishinga Pawulo cari ic'Ubwami, atari iciwe.

---

396 Efs. 2:14-22. Iciyumviro gisa nk'ico caragaragaye muri Gal. 3:28, aho 'umugabo n'umugore' bongejweko
397 Kol. 4:3,4
398 1:26,27; 2:3
399 4:3,18
400 4:5,6
401 4:7-9
402 4:2-4
403 Ivyak. 13:13; Kol. 4:10,11

Bamwe mu batanguza igikorwa b'abajanabutumwa ntibashoboye guheraheza ivyo batanguje; ni yo mpamvu impanuro Pawulo yahaye Arukipo mu buryo budatumbereye aruko yamuhimirije guheraheza igikorwa ciwe.[404]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Pawulo yoba yemera ko 'uwukijijwe, yama akijijwe'? Shigikira inyishu yawe n'Ivyanditswe Vyera.*
2. *Vuga ivyigwa bimwe bimwe mu rutonde rw'inyigisho za Pawulo.*
3. *Kristo arashobora gusenyura impome zose z'ubwansi. Ni izihe zadomweko urutoke mu nyandiko ziri aho hejuru?*
4. *Kubera iki abajanabutumwa bakwiye kuguma bavugana n'Amashengero yabatumye?*

[404] 4:17

## *8. Filemoni*

Pawulo yandikiye icete Filemoni co kimwe n'ic'Abanyefeso, Ab'i Filipi n'Ab'i Kolosayi igihe yari apfunzwe n'Abaroma ubwa mbere[405]. Timoteyo yari kumwe na we kiriya gihe[406] kiretse igihe yandikira Abanyefeso. Pawulo yari yiteze kurekurwa.

Filemoni yaba i Kolosayi,[407] aho bishoboka ko yoba yarongoye ishengero ryaho yaba.[408] Epafura yarakoreyeyo[409] igihe ca Pawulo muri Efeso.[410] Filemoni yasa nk'aho yabonye Umwami biciye mu gikorwa ca Pawulo,[411] ngirango mu nzu ya Turano.[412] Ibi bisigura ko Pawulo yamusengeye.[413] Nimba Afia yari umugore wa Filemoni na Arukipo Umuhungu wiwe ntibizwi.

Ivyete vyandikiwe Ab'i Kolosayi na Filemoni bifitaniye isano: vyompi vyanditswe bivuye I Roma, vyandikiwe ishengero rimwe, vyatanzwe na Tukikusi,[414] bivuga uko Pawulo yari amerewe mw'ibohero[415] kandi bifise indamutso zigomba gusa.[416]

Iki cete kivuga ku muja wa Filemoni Onesimo yahunze,[417] yagendeye Pawulo i Roma, ari na ho yamenyeye Kristo.[418] Pawulo ashaka kugarukana umubano hagati ya shebuja n'umukozi[419] no kwinjiza Onesimo mu gikorwa c'ijanabutumwa mu gukangurira Filemoni kuba uwutuma wiwe.[420]

---

405 60-62 INY.KR; Flm:22
406 Flp. 1:1; Kol. 1:1; Flm: 1 nk'uko bihushana na Efs. 1:1
407 Nk'uko bivugwa muri Kol. 4:9
408 Flm: 2
409 Kol. 1:7,8; 4:12,13
410 52-55 INY.KR
411 Flm: 19b
412 Ivyak. 19:9
413 Flm: 4-6
414 Kol. 4:8,9
415 4:3; Flm: 1,13
416 Patzia, muri Hawthorne, Martin & Reid, *Dictionary of St. Paul and his Letters* 1993:704
417 Izina ryiwe risigura 'ngirakamaro'
418 Flm: 10-18
419 Flm: 17,18
420 Flm: 13,14,20,21

Iyi nyandiko ni yo ngufi kandi yihariye y'*Indunduro y'ivya Pawulo*[421], nubwo kandi yandikiwe Ishengero.[422] Nta bibazo vy'inyigisho canke vy'ibinyoma vyavuzwe; ivyo vyakozwe mu cete yandikiye Ab'i Kolosayi.

Pawulo atera intege Filemoni gukwiragiza ukwizera kwiwe[423] biciye mw'ivugabutumwa ryaho hantu – si ukuzana abantu kuri Kristo gusa ariko kandi kuko bitera ugukura mu gutahura mu buryo bw'impwemu.[424]

Abimusavye, Pawulo yahisemwo kudakoresha ubutwari bw'intumwa – nubwo yari afise uburenganzira bwo kubikora.[425] Yahisemwo uburyo bw'urukundo, bw'ibiganiro,[426] kubwo gufyina yataye ugupfungwa n'imyaka[427] mu rukino. Ibisabo vyiyoroheje biragoye kwanka kuruta amategeko y'intumwa.

Vyaragaragaye kandi birumvikana ko Onesimo atari kugumana na Pawulo kuko yari uwa Filemoni kandi kubw'ivyo Pawulo yabwirizwa kumusubiza.[428] Yamara Pawulo yari yifuza guha akazi murumuna we mushasha nk'umukozi bakorana kandi arabisigura neza mu gusaba Filemoni, umurongozi w'Ishengero, ko yoba umujanabutumwa *atuma*.[429] Ikintu nk'ico ntigishobora guhatirwa:[430] hakwiye kubaho ugushaka mw'Ishengero rituma rikarekura abajanabutumwa baryo bakagenda.

Pawulo avuga ivyerekeye ubwunganizi hagati y'uwutuma n'uwatumwe, hagati y'Ishengero n'umujanabutumwa, uwufise ingaruka ziboneka n'ibikoresho,[431] aho uwutuma yorohereza uwatumwe, canke uwicaye atekereje afasha ingenzi.[432] Abajanabutumwa bagendagenda ntibashobora gukora neza badafise ukworoherezwa.

---

421 Indunduro y'ivyete vya Pawulo
422 Flm: 2
423 Flm: 6a
424 Flm: 6b
425 Flm: 8,19b
426 Flm: 7a,9
427 Ashobora kuba yariko aregereza umwana wa 57 ico gihe
428 Flm: 12,14
429 Flm: 13,20,21
430 Flm: 14
431 Flm: 17,22
432 Raba ak. Tito 3:13

Abajanabutumwa b'ejo haza bakwiye gufatwa nk'uko abakukuruke b'inzobere bafatwa[433] kandi hakwiye kutaba nkunzi ku bantu. Umuntu mushasha w'umuja aje akwiye gufatanwa icubahiro kingana n'ababayeho kuva kera.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Tanga umwidondoro muto w'ubuzima bwa Filemoni.*
2. *Sigura icete gifitaniye isano n'ica Filemoni n'impamvu.*
3. *Ni igiki Pawulo yariko ariyumvira kuri Onesimo?*
4. *Sigura impamvu Pawulo yahisemwo gukoresha ibiganiro mu gusaba, aho gukoresha ubutwari bw'intumwa n'uburyo yabikoze.*
5. *Pawulo arasaba rwose Filemoni kuba …….. wa Onesimo*
6. *Ni gute abashitse aho gukorera ibikorwa vy'ijanabutumwa bashasha bakwiye gufatwa?*

433 Flm:17b

## *9. Abanyefeso*

Ibice bike mu vyete vya Pawulo vyerekana ubwiza bw'imico y'Imana n'umugambi wayo w'agakiza muri Kristo nk'uko ibice bibiri vya mbere vy'Abanyefeso bivyerekana.[434] Ubuzima bushasha abizera baronka, butandukanye cane n'ubuzima bwabo bwa mbere.[435] Ibi bikwiye kuba ikigukangurira nyamukuru kuvuga inkuru nziza ahantu hose. Si isanganya ko umurongo uvuga kuri twe kuba 'ibiremwa vyayo, twaremewe muri Kristo Yesu ngo dukore ibikorwa vyiza, ivyo Imana yateguye kera ngo tubigenderemwo'[436] washizwe hagati y'iri tandukaniro mu mibereho y'ubuzima no guhishurirwa ko Abayuda n'Abanyamahanga bompi baba abasangira Ubutumwa Bwiza.[437] Mu yandi majambo: nk'igisomwa c'ikiraro, 2:10 ni ngirakamaro mw'ijanabutumwa: ubwiza bw'Imana n'ubutumwa bwayo (1:3-22 & 2:4-9) butandukanye n'ubuzima bw'abanyamahanga (2:1-3 & 4:17-19).

Ishengero ribwirizwa kumenyekanisha ubu butumwa ku runganwe rwose.[438] Ni ryo janabutumwa kw'isi. Ubwenge bw'Imana buronka imvugo itandukanye mw'Ishengero. Uku gutahura gutandukanye gukwiye guhimbazwa kuruta gutera amacakubiri. Ubwenge bw'Imana ntibutegerezwa kumenyekanishwa gusa ku bantu bose b'ahantu hose kandi b'ibihe vyose, ariko n'abakuru n'abafise ububasha b'ahantu ho mw'ijuru bategerezwa kwiga ubwaguke, uburebure, ubw'igihagararo n'ubwo amajepfo bw'urukundo rwa Kristo[439] mu kuburabira mw'Ishengero. Bararaba hanyuma bakigira kuvyo babona hagati yacu.

Kristo ntasenyura gusa uruhome rugabanya urwanko hagati y'Umuyuda n'Umunyamahanga.[440] Insiguro y'ijanabutumwa ry'ubu rimubona kandi asenyura inzitizi ziri hagati y'ibitsina, ubudasa, ubwoko, urugero rw'ikibano n'uburezi co kimwe n'impome ziri hagati y'amadini. Ico ca nyuma kivugwa mu ncamake mu bice indwi 'bimwe' (umubiri, Impwemu, ivyizigiro, Umwami, ukwizera, kubatizwa, Imana ari yo Data).[441]

---

[434] Efs. 1:3-22 & 2:4-9
[435] 2:1-3 & 4:17-19
[436] 2:10
[437] 2:11 – 3:9
[438] 3:10,21
[439] 3:18,19
[440] 2:14
[441] 4:4-6

Bisa nk'uko bishigikiwe gato cane n'ivyanditswe vyera bivuga ko Kristo yarongoye impfungwa *z'urwanko* mu buryo bw'impwemu z'intambara yerekereza mw'ijuru.[442] Igihuye neza n'ibindi Vyanditswe Vyera n'uko We, Yaje kurekura impfungwa,[443] kandi yarongoreye mw'ijuru abo yakuye mu buja bwa Satani n'urupfu.[444] Ibi bihuye n'ivyo Dawidi yavuze mw'i Zaburi imwe mu ziwe: 'Ibohora impfungwa, ikaziha kugubwa neza' hamwe n'umurongo wavuzwe mu Banyefeso imbere gato.[445] Bari impfungwa za Satani, ubu barabohowe, berekeza mw'ijuru n'Umucunguzi wabo. Twebwe nk'abantu biwe twakiriye igikorwa kimwe: kubohora abantu n'Ubutumwa Bwiza no kubajana mw'ijuru. Iri ni ivugabutumwa kw'isi, rijanye n'ivyo Umujanabutumwa Akomeye yakoze we nyene.

Ivugabutumwa n'ijanabutumwa ni Kristo yabitanguje. Yashizeho ibikorwa vy'abavugabutumwa n'intumwa.[446] Bakwiye gutunganya abizera kubwo igikorwa;[447] mu yandi majambo: babwirizwa gutegura abandi bavugabutumwa n'intumwa kugira ngo bashikane Ubutumwa Bwiza kure.[448] Uku kuri kwirengagijwe cane kurasa n'ingingo yemerwa muri rusangi ko abungere bakeneye gutegura abandi bungere kandi ko abigisha bakunze gutegura abandi bigisha. Kubera iki none inyigisho z'ivugabutumwa, hamwe mbere n'iz'ijanabutumwa ry'intumwa ndenga mico, zihakwa kubura hafi ya zose ku rutonde rw'ibigo vyinshi vyigisha ivyigwa ndoramana?

Ijanabutumwa ntirizokwigera rikora neza ata gusengera abajanabutumwa: bakeneye kuvuga amajambo meza kandi bafise inyifato yo gushira amanga.[449] Ibirenze ibi ntibizovugwa ku vyerekeye gukoresha ibirwanisho vyo mu buryo bw'impwemu mw'ijanabutumwa, kuko icigwa c'intambara yo mu buryo bw'impwemu kirenze ivyigwa vy'ivugabutumwa n'ijanabutumwa. Nk'uko inyandiko nk'izo zishobora kuboneka mu bitabu vyinshi vyigisha ivyigwa ndoramana.

---

442 4:8, nk'uko Reid avuga, muri Hawthorne, Martin & Reid, *Dictionary of St. Paul and his Letters*, 1993:754

443 Yes. 61:1 nk'uko vyanditswe muri Luka 4:18

444 Gereranya ak. Mat. 27:52,53 (abagororotsi, bari bafashwe mpiri n'urupfu, ubu barabohowe na Yesu)

445 Zab. 68:6,18; Efs. 4:8

446 4:11

447 4:12

448 Gereranya ak. na 2 Tim. 2:2

449 Efs. 6:19,20

Ijambo rimwe ryihariye dukeneye kuraba – riboneka incuro indwi mu cete c'Abanyefeso, mu ncuro 21 yo mu vyete vyose vya Pawulo – ni ijambo *ibanga*. Ijambo ry'Ikigiriki μυστηριον *(musterion)* risigura ikintu kinyegeje, ibanga. Mw'Isezerano Risha risigura: ikitatahuritse gushika gihishuwe n'Imana. Uku ni ko Pawulo akoresha ijambo: ryari ryaranyegejwe muri kahise, ariko ubu ryarahishuwe. Ibintu indwi bishika vy'iri jambo turabibona mw':

*Ibanga ry'Ubugombe Bwiwe*, ingene azokoraniriza ibintu vyose ibiri mw'ijuru n'ibiri mw'isi ku mutwe umwe, Kristo,[450] vyahishuriwe Pawulo[451] kandi kubw'ivyo yamenye neza iryo *banga rya Kristo*,[452] yuko Abanyamahanga basangiye ukuraganwa na Isirayeli, basangiye natwe umubiri umwe kandi basangiye natwe ivyasezeranywe muri Kristo Yesu[453] ivyo Pawulo yabereye umurongozi[454] kandi ivyo yabwirizwa kumenyekanisha ashize amanga.[455] *Ibanga ry'ubumwe hagati y'Abayuda n'Abanyamahanga* mw'Ishengero rimwe, *na Kristo*, rigereranywa n'*ubumwe hagati y'umugabo n'umugore*.[456]

Gukoresha iciyumviro c'ibanga ni ngirakamaro mw'ijanabutumwa: ubumwe mu bantu bose muri Kristo mu Bwami Bwiwe, n'ubutumwa bw'intango bw'Imana bukwiye kuvugwa gushika ku mpera y'isi.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ibihe bice bibiri binyuranye vyahujwe n'igisomwa kiraro c'ijanabutumwa 2:10?*
2. *Ni ikihe gikorwa c'ubwenge bwinshi bw'Imana?*
3. *Vuga n'imiburiburi impome zitandatu zigabanganya urwanko ziri hagati y'abantu Kristo ashaka gusenyura.*
4. *Pawulo ashaka kuvuga iki mu kuvuga 'impfungwa z'intambara' avuga muri 4:8?*
5. *Ni iyihe ngingo y'inyigisho Pawulo yerekana mu gice ca 4 kandi ifise insiguro iyihe ku bajanabutumwa?*
6. *Sigura ibanga ry'ubugombe bw'Imana, ibanga rya Kristo, hanyuma uvuge ni irihe banga rigereranywa n'ubumwe bw'umugabo/umugore.*

---

[450] 1:9,10
[451] 3:3
[452] 3:4
[453] 3:6
[454] 3:9
[455] 6:19
[456] 5:32

## *10. Ab'i Filipi*

Uruhara rwa Pawulo n'abanyeshengero ruratangaje nimba tubonye amajambo nka 'kwose', 'mwese' na 'imisi yose'.[457] Ntiyari 'umuvugabutumwa ashushe kandi yiruka' ariko yari uwitanga ku rugero rw'umuntu wiwe wese yihanye.[458] Kuvuga ubutumwa ndenga mico ntivyabaye ku giciro c'umubano w'abantu na Pawulo.

Gusa Ishengero ry'i Filipi akenshi ryarifatanya na Pawulo gukwiragiza Ubutumwa Bwiza.[459] No muri iki gihe Amashengero atari make ntiyitwararika abajanabutumwa canke ijanabutumwa kw'isi nk'uko bikwiye, gutyo bakabura imigisha yari gushobora kuba iyabo.[460]

Pawulo ntiyari arajwe ishinga gusa n'igiharuro c'abihana; yashaka abigishwa beza, bakora nk'intumwa z'Ubwami mu bumwe, kandi badatinya kurwanywa.[461] Ubutumwa Bwiza bwiwe bukaze ntibwahura n'Ubukristo butari bwo, akazuyazi.

Pawulo yizeye ko Kristo ashobora gutumbereza akoresheje inkoni zigoramye. Ibi ntibisigura ko yagabanije ingingo ziwe zo kuba umwigishwa nyakuri, ariko ko abamurwanya basigura nk'ibibazo kuri we bitamugizeko ingaruka.[462]

Imibabaro yiwe ('ingoyi') kari akarusho k'Ubutumwa Bwiza aho gusubira inyuma.[463] Abantu benshi ubu baramaze guhura n'Ubutumwa Bwiza kuruta uko vyari kuba bimeze. Akarorero ka Pawulo ko kuba uwushinga intahe ashize amanga mw'ibohero kwatumye abavukanyi *batari bake* – bigaragara ko atari *bose* – bashira amanga mu gushinga intahe kwabo.[464] Tuzokora iki igihe abarongozi bacu bababazwa kubw'ubutumwa Bwiza?

---

457 Flp. 1:3,4,7,8
458 1 Tes. 2:7,8
459 Flp. 1:5; 4:10-14,18
460 Zab. 67:6,7; Flp. 4:17
461 1:9,10,27-30
462 1:15,17,18
463 1:12,13
464 1:14 (indome zikitse)

Umujanabutumwa wese abwirizwa kurwana kugira ngo aterwe intege zihagije zo kwemeranya na Pawulo, igihe yavuga ko yopfuma yibanira n'Umwami, ariko kubw'impamvu zo kwama imbuto z'igikorwa yahisemwo ko vyoba vyiza agumyeho.[465] Uko biri kwose, inyuma yo gusenga yasenga yizera ko vuba yokwongeye kurekurwa. Nyamara, ntiyokwanse gutanga ubuzima bwiwe.[466]

Yateye intege abanyeshengero biwe kurwanira ukwizera Ubutumwa Bwiza bahuje umutima.[467] Ibi birerekana ko atigeze asiga ivugabutumwa ryaho hantu mu maboko y'abarongozi b'Ishengero ahubwo yiteze ko abanyeshengero bose bagira uruhara mu kwigisha ikibano cabo.

Pawulo abona imibabaro ku Butumwa Bwiza nk'ingabire, atari kuri we gusa nk'intumwa, ariko no ku banyeshengero.[468] Mu vyigwa ndoramana vya Pawulo, nta hantu ho guhungira hari hariho ku bijanye no kwikorera umusaraba wawe, mu madini yiyita aya Gikristo y'imitima itinya yiyemeza ibidashikamye.

Icifuzo co kwubaka ubwami bwawe, aho kuba Ubwami bw'Imana, ni indwara mbi mw'ijanabutumwa. Pawulo atanga inyishu nziza yo kurwanya iyo nyifato: 'Ntimugire ico mukora kubwo gukebana canke ukwifata uko mutari … mwicishije bugufi, umuntu wese yiyumvire yuko mugenzi we amuruta …, umuntu wese ntiyiyumvire ivyiwe gusa … ariko yiyumvire n'ivyo abandi'.[469] Abandanya gutandukanya iyo nyifato n'iyo Yesu yari afise,[470] yari igizwe no kwicisha bugufi, kuba umukozi no kwumvira. Inyifato ni uguhitamwo, kandi mu gihe umukuru muri bose yicishije bugufi, ni nde afise uburenganzira bwo kwishira hejuru?

Iki gice kigufi cerekana uburyo Yesu yabaye Umujanabutumwa, akarengera inzitizi zikomeye cane: Yarekuye uburenganzira bwiwe nk'Umwana w'Imana; Yahevye ukudakora icaha kwo mw'ijuru kugira ngo abane n'abanyavyaha kw'isi kandi ubutunzi bw'ijuru ngo bwishikanire ubukene; Yatoye umubiri w'umuntu n'imbibe zawo zose; Yahisemwo kuba umukozi kandi yama

---

[465] 1:20-24
[466] 1:24-26; 2:24,17
[467] 1:27
[468] 1:29,30
[469] 2:3,4
[470] 2:5-8

yumvira Se ubudasiba gushika Yishwe. Nta mujanabutumwa, tutisunze inzitizi nyinshi zitoroshe abwirizwa kurengera mu kujana Ubutumwa Bwiza ahandi hantu, azokwigera yegereza ukwitanga *Yesu* yakoze kugira ngo akize ikiremwa muntu.

Igice gisigaye[471] ni uburemere bw'amajambo yanditse kuri Kristo: Yesu yashizwe hejuru cane kandi yahawe rya zina rirengeye ayandi mazina yose kw'isi kandi abantu bo mu bihe vyose n'ahantu hose, abakomeye n'abapfuye, bazomwumvira. Nta yindi nzira atari iya Yesu. Gusubizaho umubano wacu na Data, kubabarirwa ivyaha no gucungurwa kwacu kwa nyuma vyaciye muri We gusa; nta yindi nzira y'agakiza izokwigera ibaho.

Kumukurikira mu kuba inyenyeri zimurika mw'isi y'umwiza hagati y'ab'iki gihe bagoramye b'ibidambidambi, bisigura kwiyambura umwiza wose mu buzima bwacu, mu kutagira agasembwa, umugayo canke akarohe.[472] *Kubaho* bitangurira *gukora; inyifato* iza imbere *y'ibikorwa.*

Ijambo nyamukuru muri 2:17 ni 'asangwa'. Ryerekana kwishikanira ubugombe bw'Imana bikwiye. Pawulo yonezerejwe no gupfira Ubutumwa Bwiza, n'Imana ni vyo Yipfuza. Yari ageze ku rwego rwa Yesu rwo guca bugufi imbere y'urupfu: 'Data… ntibibe uko jewe ngomba, ariko bibe uko wewe ugomba'.[473]

Timoteyo yari umujanabutumwa, atandukanye cane n'abubaka ubwami' bavuzwe haruguru: Pawulo amuvugako ko vy'ukuri afise umutima wo kubabara ivy'Ab'i Filipi.[474] Bivuye muri ayo majambo turabona ko ameze nk'Umwana na se, afise ivyiyumviro bisa cane n'ivya Pawulo.

Igice ca 2 cerekana uwundi mujanabutumwa, Epafurodito.[475] Kubera ko yashaka kuja aho yatumwe, haba kubw'Ishengero ryiwe canke kubwa Pawulo, yitaye ku mpungenge abamutumye bashobora gufita ku vyerekeye amagara yiwe kandi yari yiteguye gushira ubuzima bwiwe mu kaga kubw'igikorwa ca Kristo. Pawulo avuga ko akwiye guhabwa icubahiro kubwo guheraheza neza

---

[471] 2:9-11
[472] 2:15
[473] Mat. 26:39b,42b,44b
[474] Flp. 2:20-22
[475] 2:25-30

igikorwa. Twoba twubaha abo twatumye igihe bagarutse bavuye aho bakorera ibikorwa vy'ijanabutumwa?

Pawulo aragabisha kwirinda inkozi z'ikibi 'zikebagura umubiri', birashoboka ko yerekeza ku mugwi wo gukebwa.[476] Avuguruza inyigisho zabo (agakiza kubw'ibikorwa vy'ivyagezwe) n'agakiza kubw'ubuntu biciye mu kwizera Kristo.[477] Ikimuraje ishinga n'uko ubu 'bundi butumwa' atari Ubutumwa Bwiza na gato[478] kandi ntibukwiye kuronka ikibanza mu mashengero yiwe.

Imyaka y'imibabaro y'abajanabutumwa, harimwo guhomba ibintu, gutandukanywa n'ivyiza, no kubona ukudafita akamaro kw'ibintu vy'igihe gito, vyafasha Pawulo kuraba gusa Umwami Ahoraho n'igikorwa ciwe nk'uwugikurikirana. Ibindi bisigaye yabigereranije n'ishano.[479]

Gukura mu vyiyumviro vyamuteye kwerekeza ejo haza kandi vyamuhaye 'umuvuduko' w'ibijanye n'igihe c'iherezo mu vyigwa ndoramana no mu buzima. Ubu buryo bwo kwiyumvira ntibusanzwe ari ubw'intumwa: abantu bose bakuze mu buryo bw'impwemu bakwiye gushika kukwishikanira Kristo bikwiye.[480]

Amaze kubona uturusho tw'ubwenegihugu bw'Abaroma hamwe n'ibihe bimwe bimwe vyahakwa kumutwara ubuzima bwiwe kubwa vyo,[481] abona ubwenegihugu bwiwe bwo mw'ijuru[482] nk'uko ari co kintu conyene gifise akamaro. Abajanabutumwa ntibakwiye guhanga amaso cane ivy'isi kurusha uturusho two mw'ijuru.

Ubumwe mu bo dukorana igikorwa c'Imana bufise ikibanza ca mbere kuri Pawulo, gutyo asaba abagore babiri kwumvikana ku vyiyumviro bitandukanye. Ubwa mbere yabibwiye Ishengero ryose ariko atanga iciyumviro ko uburongozi bwaryo bukwiye gutanga akarorero.[483]

---

476 3:2;  Gal. 2:12
477 Flp. 3:9
478 Gal. 1:6,7
479 Flp. 3:7-10
480 3:11-15a
481 Raba ak. Ivyak. 16:37; 22:25-29; 25:10-12
482 Flp. 3:20
483 4:2 & 1:27

Pawulo yaratahuye neza ubwoba n'amaganya vy'ubuzima bw'abajanabutumwa kandi yari azi ivyo avuze igihe yavuga ati 'Ntimugire ico mwiganyira … ariko muri vyose musenge'.[484]

Ubuzima bw'abajanabutumwa ntibutegekanijwe kandi bwerekana rimwe na rimwe ibintu bidashimishije. Pawulo yarize kandi yigisha kwama *ahitamwo* inyifato yo kubumbwa cane cane ku bijanye n'ivyo aronka.

Mbega akarorero ku bajanabutumwa, kavuye ku muntu atigeze asaba amafaranga kubwiwe – kandi atigeze yagiriza Imana canke umuntu kumuhemukira muri aka gace. Inyifato nk'iyo ituma umuntu agira inkomezi.[485]

Kubera ko atarajwe ishinga n'ubutunzi bw'ibintu bifadika, yarashobora vy'ukuri kuvuga ko arajwe ishinga cane n'inyungu zo mu buryo bw'impwemu z'Amashengero ashigikira kuruta inyungu canke ihumure ashobora kuronka zivuye muri bo.[486] Reka inyifato yiwe ikore nk'urumuri rwo kurondera kwihanganira intumbero mbi zishobora kunyegezwa mu mitima yacu, kugira ngo dushobore kuzikurako.

Pawulo ntatinya kuvuga ko yahawe ibihagije.[487] Ni kangahe tuguma duhoze ku vyerekeye imigisha yacu ifadika, dutinya ko ibi bishobora gutuma abantu bagabanya canke bakanahagarika imfashanyo yabo kuri twe? Nta gusaba kuboneka neza ku buzima bwo kwizera ivyo Imana itanga bihagije, kuruta 'Imana yanje izobamara ubukene bwanyu bwose, nk'uko itunga ry'ubwiza ryayo riri ryo muri Kristo Yesu'.[488] Igihe Yiyemeje kubikora uko, kubera iki dusaba ubufasha ku bategetsi bo hasi?

---

[484] 4:6
[485] 4:11-13
[486] Gereranya 3:7-10 na 4:14-17
[487] 4:18
[488] 4:19

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni izihe ngaruka z'ugupfungwa kwa Pawulo ku bavukanyi b'I Roma?*
2. *Ni uwuhe murongo werekana ko Pawulo yari yiteze ko abanyeshengero bose bogira uruhara mw'ivugabutumwa ryaho hantu?*
3. *Kubabazwa kubw'Ubutumwa Bwiza vyoba bigenewe gusa abajanabutumwa? Shigikira inyishu yawe n'umurongo bijanye wo mu Vyanditswe Vyera.*
4. *Ni izihe ngingo Pawulo atanga zirwanya 'kwubaka ubwami bwawe bw'igikorwa c'Imana'? Shiramwo Ivyanditswe Vyera vy'aho tubisanga.*
5. *Erekana 'inzitizi ndenga mico' Yesu yabwirizwa kurengera kugira ngo abe Umujanabutumwa w'Imana (shiramwo aho tubisanga).*
6. *Sigura uburemere bw'amajambo yanditswe kuri Kristo.*
7. *Ni ibihe bintu bikomeye biranga inyifato tubona muri Epafurodito?*
8. *Ni gute ushobora kwiga kubona ibintu vyose nk'ishano, igihe gusa ushobora kumenya Kristo neza?*
9. *Kubera iki Pawulo yari arajwe ishinga cane n'inyungu zo mu buryo bw'impwemu mu bafasha biwe kuruta ingabire zabo?*

## *11. Timoteyo wa mbere*

Pawulo aduha ubundi buryo bwo gutoranya abajanabutumwa, ashingiye ku vyamubayeko nk'uwahama Ishengero. Avuga ko Imana yari *kwirengagiza* ubwira, ukutizera kuruta uwiyubaha ariko umupiyetisite w'akazuyazi.[489] Mbega ntidukwiye gusenga kenshi cane kubw'abaharanira guhirika ubutegetsi, imigwi y'iterabwoba n'abashingiye ku madini kugira ngo baze kuri Kristo, hanyuma bahamagarwe gukorera mu Bwami bw'Imana?

Pawulo ategeka Timoteyo gukorera mu ngabire yo mu buryo bw'impwemu yakiriye igihe co kwiyegurira Imana canke kwimikwa mu kurambikwako ibiganza n'abakuru,[490] biciye mw'ijambo ry'ubuvugishwa. Irashobora kuba ingabire y'igikorwa c'ivugabutumwa ariko hariho n'*ibikorwa* bisiguritse bizanana n'ibango nk'iryo,[491] nubwo bitari bikwiye gutegekanywa ko umukozi uwo ari we wese abandanya akorera hanze y'ingabire ziwe zahurijwe hamwe. Kuguma muri ico kivange birinda guhererwa.

Ikibazo gikurikira ni ikibazo gikomeye co guhana Ishengero. Humenayo na Alekisandero bashikirijwe Satani.[492] Dusoma ivyerekeye igikorwa co guhana iyindi ncuro imwe gusa.[493] Ico gihe impamvu yari *imico*, muri iki gihe zoshobora kuba zari *inyigisho*.[494] Igihe abantu batumye haba ugusambuka k'ukwizera kw'abandi mw'Ishengero, inyishu yonyene ikaze isa nko kubatandukanya n'abanyeshengero bandukijwe n'inyigisho zabo zitari zo. Uku 'gushikiriza' gushobora kuboneka nko gucibwa, gushirwa hanze y'Ishengero,[495] gusubizwa mw'isi, mu bwami bwa Satani.[496]

Pawulo – umujanabutumwa we nyene – yakoze ibikorwa muri ivyo bihe vyompi, nk'uwatanguje amashengero. Ibikorwa vyiwe birashoboka ko vyari bigamije *gukosora* aho *guhana*.[497]

---

[489] 1 Tim. 1:12-16
[490] 1:18; 4:14
[491] 2 Tim. 4:5
[492] 1 Tim. 1:19,20
[493] 1 Kor. 5:5
[494] Raba 2 Tim. 2:17,18
[495] Gereranya n'ubutegetsi bwa Yesu muri Mat. 18:17
[496] Raba 2 Kor. 4:4
[497] Guthrie, *The Pastoral Epistles – An Introduction and Commentary*, 1977:68,69

Gushikiriza abantu mu maboko ya Satani vyasigura kubashira hanze y'uburinzi bw'impwemu y'Ishengero ahantu hashobora kubagirira nabi (mu buryo bw'umubiri)[498] ku rugero, twizera ko bokwihanye bakagaruka kuri Yesu Kristo. Biboneka ko ibikorwa nk'ivyo vyo guhana vyabaye cane mu mashengero yari agitanguzwa n'abatanguza igikorwa b'abajanabutumwa kuruta mu bakuze kandi bakomeye cane.

Impanuro ya Pawulo yo gusenga no kwingingira abantu bose mu bushobozi ntigamije gushimisha Imana gusa, canke ngo Ishengero rigire ubuzima butekanye, butabangamiwe.[499] Iciyumviro kiri mu murongo ukurikira:[500] [kugira ngo] 'abantu bose … bakizwe kandi bashike ku kumenya ivy'ukuri'. Ibi ntibiraba ivugabutumwa ryaho hantu gusa ahubwo no mw'ijanabutumwa ndenga mico. Pawulo yakorera mu migwi y'abantu batandukanye nk'umusiguzi … intumwa … n'umwigisha …w'Abanyamahanga'.[501]

Atera intege kandi ahanura cane cane abajanabutumwa bashasha, abakozi b'igihe gito kandi bo mu gikorwa c'igice ca mbere bataramenya gukoresha ururimi rw'abantu bakenewe.[502] Igihe cose bataramenya ururimi rwaho, bashobora kubandanya *batanga akarorero mu buzima, mu rukundo, mu kwizera no ku mutima utanduye*.[503] Izindi ngingo ziraba abakozi bamaze kumenyera bihagije imico y'ababakiriye.

Nubwo Pawulo avuga ivyerekeye abapfakazi mu gice ca 5, abajanabutumwa benshi bizera na bo bisanga mu bihe nk'ivyo umupfakazi, bahamagara Umwami umurango n'ijoro ngo abafashe.[504] Yamara babwirizwa kuba bakwije ibisabwa kugira ngo bemererwe gufashwa.[505] Si bose bo kubikora uko[506] – bishobora kuba bidafitaniye isano n'imyaka yo mu buryo bw'umubiri, ku biraba abajanabutumwa, ahubwo ni abatariko barakora nk'uko vyategerezwa.

---

[498] Gereranya ak. n'Ivyak. 5:1-11
[499] 1 Tim. 2:1-3
[500] 2:4, Co kimwe n'iciyumviro, cerekanywe muri 2 Pet. 3:9
[501] 2:7
[502] 4:12,15,16
[503] Raba kandi #5 y'iki gice (Ab'i Korinto ba Kabiri)
[504] 5:5
[505] 5:9,10
[506] 5:11,14

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Tanga impamvu zimwe zimwe zituma dukwiye gusenga kugira ngo abakunda amadini n'imigwi y'iterabwoba bashobore kuza kwihana.*
2. *Kubera iki igikorwa ca gikristo gikwiye gukorwa mu buryo bwo guhuza ingabire abakozi bafise?*
3. *Sigura impamvu n'ingaruka zitezwe impamvu abantu bamwe bamwe 'bashikirizwa Satani' kubwa Pawulo.*
4. *Tanga iciyumviro cawe nimba ibikorwa nk'ibi bikwiye kubandanya muri iki gihe cacu.*
5. *Kubera iki Pawulo aduhanura 'gusengera abantu bose mu bushobozi'?*
6. *Abajanabutumwa bashobora kubandanya bakora iki, nubwo boba bataramenya ururimi rwaho?*

## *12. Tito*

1 Timoteyo na Tito vyanditswe mu gihe kimwe, inyuma y'aho Pawulo arekuriwe avuye mu gupfungwa kwiwe kwa mbere kw'Abaroma nko mu 64-65 INY.KR mu gihe c'urugendo na 2 Timoteyo mu gihe co gupfungwa kwiwe kwa kabiri n'ukwa nyuma.

Tuzi bike ku vyerekeye Tito kuruta ivyo tuzi kuri Timoteyo. Uyu wa nyuma avugwa incuro zibiri zompi mw'Isezerano Risha. Tito, nubwo yari Umugiriki, ntiyahatiriwe n'abarongozi b'i Yerusalemu gukebwa.[507]

Bakorera hamwe I Kirete.[508] Kubera ko ataco dusoma ku vyerekeye uru rugendo mu Vyakozwe n'intumwa, twisunga ivyete vya Pawulo kubw'amakuru yacu. Inyuma yo gukorera i Kirete, Pawulo yarabandanije Tito nawe arahaguma. Birashoboka ko yoba ari incuro ya kabiri umuntu ahagendeye – bivanye n'uwatanguje Amashengero hamwe n'igihe – *muri* uku gutembera yabonye ko abarwanya Ubutumwa Bwiza bononye Amashengero.[509] Tito yabwirizwa gusanasana ivyononekaye no gushiraho abarongozi boshobora kwitwararika umukuku, bakingire ibintu nk'ivyo ntibisubire kuba.[510]

Pawulo yari i Mileto na Tirowa, neza neza mu bumanuko no mu buraruko bwa Efeso ku nkombe y'uburengerazuba bwa Turukiya,[511] bishoboka ko yari muri urwo rugendo nyene. Yasavye Tito kuza I Nikopoli,[512] mu buraruko bw'uburengerazuba bw'Ubugiriki. Ni nk'aho tubona ubwa kane, inyuma y'Ivyakozwe n'intumwa, urugendo rw'ijanabutumwa rutera imbere; uko biri kwose ikibuze, ni urutonde rw'uburyo ibibanza vyatembererwa hamwe n'ikiringo co kuguma muri buri kibanza. I Sipaniya ntihavugwa.

Vyari vyumvikana ukurikije umwihwezo w'umuco kureka Tito ngo akorere kw'izinga ry'Ubugiriki: inzitizi zo gutumatumanako zobaye nke; ibisabwa mu gutorera inyishu ibibazo, vyerekanywe mu gice ca 1.

---

[507] Gal. 2:1-3. Raba kandi #1 y'iki gice (Ab'I Galatiya), aho ibi vyasiguwe
[508] Tit. 1:5 '*Nagusize* I Kirete' (indome zikitse)
[509] 1:11,10
[510] 1:15,16
[511] 2 Tim. 4:20,13
[512] Tit. 3:12

Kubwa Tito iki cari igikorwa I-1: umuco umwe kandi w'aho hantu. Ugukora neza kwiwe ntikwokumiriwe kubera ubunyamahanga.
Inzu Pawulo avuga zishobora kuba yari Amashengero yo mu nzu, nk'uko tubibona ahantu henshi.[513]

Pawulo yari amenyereye bihagije imico y'I Kiretani ku buryo yamenye ivyerekeye abandika ivyese, asubiramwo Epimenide (ikinjana ca 6 IMB.KR), nk'*umuvugishwa*.[514] Ibi vyerekana akamaro k'umujanabutumwa yamaze kwiga ururimi n'imico vy'abantu atumbereye.

Kwigisha vyofashije gato iyo bidashigikirwa n'ugutanga akarorero ko kwuhaba Imana kwa Tito.[515] *Gukora* ntaco bimaze ata *kubaho*. Iki ca nyuma ni ikigwanisho gikora neza ku batavugarumwe.
Abantu basanzwe cane (abaja) barashobora kuba abavugabutumwa beza babikora neza nimba ari *abizigirwa*, gutyo bagatuma inyigisho zerekeye Imana Umukiza wacu ziba izishimishije.[516]

Umurongo werekeye Yesu, yihumanu[rira] ubwoko ngo bube ubwiwe,[517] ushirwa mu bijanye n'igihe c'iherezo vy'uguseruka kw'ubwiza bwa … Yesu Kristo'[518] kandi bitwibutsa imbono ya nyuma ku bajanabutumwa ndenga mico, ari co 'ishengero ryinshi … rivuye mu mahanga yose, imiryango, amoko n'indimi zose, bahagaze … imbere y'Umwagazi w'intama'.[519] Iyo ni yo ntumbero yacu. Nimba dushaka kuba abategura neza, ibi bitegerezwa kuba inkoni yacu yo gupima ibikorwa bimwe bimwe vy'Imana.

Pawulo yateye intege Tito kwibutsa abanyeshengero … kugamburukira abantu bose kuko '*natwe nyene* kera … twari ibipfu'.[520] 'Natwe nyene' harimwo abajanabutumwa. Bamwe bagendera mu kwizera mu myaka irenga cumi kandi bagakorera mu mahanga igihe kirekire, bukebuke bagenda bagira inyifato yo

---

513 1:11 kandi n'ak. Rom. 16:5; 1 Kor. 16:19; Kol. 4:15; Flm: 2 kandi vyaravuzwe no mu bindi bibanza vyinshi

514 Tit. 1:12; Richards, *Eternity in Their Hearts,* 1984:9,22; asubiramwo iyi Encyclopaedia Britannica, Micropaedia, incuro ya 15, igitabu ca 3, urupapuro rwa 924

515 2:1-8

516 2:10

517 2:14

518 2:13

519 Ivyah. 7:9

520 Tit. 3:1-3 (indome zikitse)

kwiyemera ku banyavyaha.[521] Dutegerezwa kwama twibuka iyo twavuye kandi ntitwicwe n'ukwiyerekana kwa 'twe na bo' mu gihe tugerageza gushikira abantu.

Mu gice kimwe Pawulo avuga incuro zitatu ivyerekeye 'kwitegura … kwitanga … gukora ivyiza'.[522] Ico ikinjana ca 21, Lawodikiya y'akazuyazi, amadini yiyita aya gikristo gikenye cane ni ukwitangira Kristo, Ubwami bwiwe n'igikorwa. Biboneka mu gukeha kw'abakozi mu bikorwa vy'ijanabutumwa[523] no mw'Ishengero.

Birashoboka ko Tito yashitse muri Nikopoli kumarayo urushana.[524] Mu nyuma, inyuma yo gupfungwa kandi, Pawulo yanditse ati 'Tito [yagiye] i Dalumatiya'.[525] Aka gace, inkombe y'uburengerazuba bwa Korowasiya, ni ho hakurikira mu rugendo ruva I Kirete, uciye ku mugabane w'Ubugiriki, mu buraruko bwa kure kurusha muri Iluriko (Alubaniya) aho Pawulo yavuga ubutumwa ubwa mbere.[526] Birashoboka ko rwari urushana rwa nyuma bari kumwe, imbere yuko Pawulo acibwa umutwe kubw'itegeko rya Nero.[527]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni igiki cobaye carabaye mu mashengero y'i Kirete, casaba ko Tito abandanya igikorwa ciwe mu kanya gato? (Tanga aho tubisanga).*
2. *Sigura impamvu Tito ari we babwirizwa guhitamwo, gukorera kw'izinga ry'I Kirete.*
3. *Twobona gute ko Pawulo yari amenyereye imico y'Abagiriki?*
4. *Kubera iki vyabaye ngirakamaro kubona Tito yaratanze akarorero ko kwubaha Imana?*
5. *Ni igiki gikwiye kuba imbono ya nyuma kuri buri mujanabutumwa? (Tanga aho tubisanga).*
6. *Ni iyihe mpamvu ituma tuguma tubura abakozi, mw'Ishengero co kimwe no mu bikorwa vy'ijanabutumwa?*

---

[521] Raba ak. Luka 15:1,2; 18:9-14
[522] Tit. 3:1,8,14
[523] Mat. 9:37,38
[524] Ngirango nko mu 65-66 INY.KR
[525] 2 Tim. 4:10b
[526] Rom. 15:19
[527] Ngirango nko mu 68 INY.KR

## *13. Timoteyo wa Kabiri*

Pawulo yarasengeye cane Timoteyo.[528] Cane cane igihe Pawulo yari mw'ibohero, azi ko atazosubira gusohoka kandi, intsinzi y'igikorwa c'Umwana' wiwe yarushirije kuba ngirakamaro cane kuri we. Twoba dusengera abo dukorana mu gikorwa n'ishaka nka twebwe ubwacu?

Amarira ya Pawulo ashobora kuba yari yerekeye igikorwa ca Timoteyo muri Efeso aho yahuye n'abamurwanya, kandi vyaramugoye gukoresha ingabire ziwe.[529] Pawulo yarakunda kumutera intege ko yokwifatanya na we mu mibabaro y'Ubutumwa Bwiza.[530] Kumbure, gutanga ico kiguzi vyaramugoye cane.[531] Timoteyo, yahora akora mu mugwi wa Pawulo, birashoboka ko yoba yarabonye ko bigoye gukora wenyene.

Imirongo ngo 'furura ingabire ngo yake', 'Imana ntiyaduhaye impwemu y'ubwoba', 'ntugire isoni zo gushingira intahe Umwami wacu' na 'ifatanye nanje mu mibabaro'[532] yerekana ko Timoteyo atatinyuka nka Pawulo kandi ashobora kuba yarumva yisuzugura.[533] Uguhimirizwa gukora igikorwa c'ivugabutumwa[534] vyerekana ko vyari bibuze muri karya gace. Ibi vyoba vyatewe n'uko 'bose… muri … Aziya bari bamaze kwumva Ijambo …', canke kubera ko Pawulo yavuze ubutumwa kuva I Yerusalemu gushika Iluriko?[535] Timoteyo yoba yafashe Igikorwa Gihambaye Twahawe nk'icamaze guhera? Yoba yaribagiye ko hakiriho 'uturere two hirya'[536] two kubwira ubutumwa?

Onesiforo, bishoboka ko yari Umunyefeso w'umurongozi w'Ishengero ryo mu nzu, atanga akarorero keza ko kwitwararika abanyeshengero.[537] Yarahezagiza abajanabutumwa ico bakeneye cose: mu buryo bw'umubiri, mu buryo bw'impwemu canke mu buryo bw'inyiyumvo. Yatanze ivyo kwivuna

---

528 2 Tim. 1:3b
529 1:4a; 1 Tim. 4:12a; 1:18; 4:14,15; 2 Tim. 1:6-8a; 4:5
530 4:8b; 2:3; 3:11,12
531 Muri 3:11 Pawulo yibutsa Timoteyo ivyabaye, n'ibijanye n'uguhamwa mu Vyak. 13 & 14
532 1:6-8
533 1 Tim. 4:12a
534 2 Tim. 4:5
535 Ivyak. 19:10 na Rom. 15:19 neza neza
536 15:23,24; 2 Kor. 10:16
537 2 Tim. 1:16-18

akanyota nk'ivy'igihe Pawulo yari ahari, ariko yaranagiye I Roma kugira ngo amenye neza ko yitwararitswe neza. Ibi bitwigisha ko: abajanabutumwa bakeneye kwitwararikwa n'abanyeshengero ('yaramfashije'); Umwami arabihembera ('gira imbabazi, kuko…'); 'abantu bitwararika abanyeshengero' bamenywa n'abakozi ('ntibagira isoni'); bikwiye kuba ubudasiba ('kenshi'); baravyitangira ('yararondeye cane') kandi barihangana ('gushika andonse'). Uku kwitwararika bisaba umwanya n'amafaranga.

Pawulo yaravuze ubutumwa, yaratanguje Amashengero, ariko kandi yaraha akazi abakozi, akarorero: Tito, Timoteyo, Tikiko, n'abandi. Yarerekanye ko umuntu adakwiye gukora wenyene ubwiwe – ari vyo *vyongereza* ivyamwa – ahubwo anatera intege abandi kubikora, ari vyo *bigwiza* ivyamwa. Igihe yandika ati 'ivyo wanyumvanye … ubishikirize abantu *bo kwizigirwa*, … *bazoshobora* kuvyigisha *abandi',*[538] yarerekanye kandi gukangurira Ishengero no guha akazi abakozi kubw'ivugabutumwa ryaho hantu hamwe n'ijanabutumwa ndenga mico.

Pawulo atanga ingereranyo zitatu z'igikorwa c'ijanabutumwa.[539] *Ubwa mbere,* avuga ko ata musoda yikwegera mu vy'ubu bugingo, ahubwo agerageza kunezereza uwamwandikiye ubusoda. Abajanabutumwa benshi nubwo bashaka kwikwegera mu vy'ubu bugingo, akarorero: akazi k'ivy'isi, kubera ko Amashengero yabo atabafasha bihagije. *Ubwa kabiri,* uwuhiganwa akwiye 'guhiganwa akurikije amategeko'. Amategeko menshi arashobora kurengwa mu bikorwa vy'ijanabutumwa, akarorero: kwubaka ubwami bwiwe,[540] gufata amadeni kubw'intsinzi z'igikorwa[541] no gukoresha nabi igikorwa kubw'inyungu z'amafaranga.[542] Mu yandi majambo, ibintu *vyarafashwe* aho *gutangwa n'Umwami* ku buntu. *Ubwa gatatu,* umurimyi akwiye kubanza gusoroma ku vyeze. Ibi bikunze gutahurwa nko guhabwa impembo yo mw'ijuru, ariko birashobora kandi kwerekana impembo *y'ibintu bifadika*.[543]

---

538 2:2 (indome zikitse)
539 2:4-7
540 Raba ak. Ivyak. 8:13-24: Simoni, yahoze ari umupfumu, ubu ari Umukristo, yashaka inkomezi – ahubwo yarakankamiwe. Iyo ngingo iza kandi mu b'I Filipi. 1:15,17a: 'kwigisha Kristo … babitewe n'ishari hamwe n'ikeba'
541 Yes. 42:8 'Icubahiro canje sinzogiha uwundi muntu'
542 1 Tim. 6:5b ' … bibwira yuko kwubaha Imana ari ukwironkera inyungu'
543 Ibi biri kumwe n'umurongo wa 4 co kimwe na 5:17,18. Raba kandi: 1 Kor. 9:7-14

Pawulo avuga ko Ijambo ridapfunzwe.[544] Uku ni ukuri mu buryo bw'impwemu[545] *no* mu buryo bw'umubiri: *yari* aboshwe n'iminyororo ariko *si* abakozi bagenzi we, kandi yabikesheje imbono yiwe yo kugwiza ivyamwa mu guha akazi abo bakorana, Ijambo ryagumye rikwiragira mu mwidegemvyo mu gikorwa *cabo*.

Bamwe mu bo bakorana na Pawulo – Dema, hamwe na Fugelo na Herumogene – bari baratewe n'ibigeragezo,[546] vyari bikomeye mu vy'isi vy'I Roma, n'ivyo mu gisagara.

Nubwo Keresikenti, Tito na Tukiko bari bagiye mu tundi turere kandi ko Luka ari we wenyene yasigaranye na Pawulo, ntiyigeze naho biruko abakumbura nk'abagenzi, hanyuma atumako abandi bo kubana na we.[547] Ni ivy'icubahiro ko yatumyeko Yohana Mariko, uwo yari yaranse gukorana na we inyuma yuko Mariko yari yarakumiriwe imyaka 18 iheze,[548] ariko ubu akaba yari yagaruwe.

Tukiko, umukozi w'umwizigirwa[549] yaratumwe mu bikorwa vyinshi na Pawulo, amutwariye ivyete vyiwe vy'Amashengero. Yagendanye na Pawulo mu rugendo rwiwe rwa nyuma i Yerusalemu;[550] yaratumwe kuva i Roma gushika muri Efeso igihe Pawulo yari apfunzwe ubwa mbere[551] no muri Kolosayi, na Onesimo[552] gutanga icete ca Pawulo kwa Filemoni. Ashobora kuba yaragendeye Tito i Kirete.[553] Uburyo bwo gukora igikorwa bwa Pawulo!

'Alekisandero umucuzi yangiriye…inabi…nyinshi'. Pawulo aburira Timoteyo kubw'uwo.[554]

---

[544] 2 Tim. 2:9
[545] Raba ak. Yes. 55:11 & Umus. 11:1
[546] 2 Tim. 4:10; 1:15
[547] 4:10-12
[548] Ivyak. 15:37,38
[549] 2 Tim. 4:12
[550] Ivyak. 20:4
[551] Efs. 6:21
[552] Kol. 4:7-9
[553] Tit. 3:12
[554] 2 Tim. 4:14,15. Uyu Alekisandero ashobora kuba yarakoze ibidakorwa muri Efeso, haheze imyaka cumi n'ibiri (Ivyak. 19), ariko ntiyari ameze nk'umwe Pawulo avuga muri 1 Tim. 1:20. Aleks. wa mbere ntiyari Umukristo, uwa nyuma, nubwo yari umuhakanyi, yari we

Vyoba ari vyiza kuburira abo dukorana ku bijanye n'abaturwanya mu bikorwa vy'ijanabutumwa? Yesu yaburiye abigishwa biwe ku bijanye n'Abafarisayo.[555] Vyoba ari bibi kuvuga ngo 'Umwami azobimuhora …'? Oya, kubera ko uguhora ari ukw'Umwami.[556] Nyamara, turashobora kugirira imbabazi abansi bacu.[557]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Tanga indondoro y'inyifato ya Timoteyo, ukoresheje uko Pawulo yamutera intege nk'umuyoboro wawe.*
2. *Erekana agaciro k'ukwitwararika abanyeshengero Onesiforo yahaye Pawulo.*
3. *Ni ibihe bintu biranga igikorwa ngirakamaro tubona muri Pawulo, uretse kuvuga ubutumwa no gutanguza Amashengero? Ingaruka zabaye izihe?*
4. *Sigura ingereranyo zitatu Pawulo atanga hagati y'akazi ko mw'isi n'igikorwa c'ijanabutumwa.*
5. *Erekana igikorwa ca Tukiko.*

555 Mat. 16:6,11b,12
556 Gus. 32:35; Rom. 12:19; Heb. 10:30
557 Luka 23:24; Ivyak. 7:60

# Ibindi Bitabu vya Steef van 't Slot

*World Evangelisation – That All May Hear* (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva)*, Ikigo c'I Heburoni, Benoni, Afrika y'Epfo, 1999/2005, congeye gusohorwa na Recruiting for Missions (Guhamagarira Ijanabutumwa), 2018.

Iki gitabu kiraboneka no mugi faransa, mugi porutigali, muki esupanyoli, mu kirundi no mugi swahili.

Ibi bitabu bitatu *World Evangelisation – That All May Hear* (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva)* & *The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya), Igice ca 1 – Isezerano rya Kera na IIA - Isezerano Risha* birashobora kuronderwa ku rubuga ngurukanabumenyi nk'uko Vyasohowe Bisabwe kuri: www.quantasa.co.za/wer4m

*The Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi)*, Ikigo c'I Heburoni, Benoni, Afrika y'Epfo, 2005. Iki gitabu kiraboneka kandi mu buryo bwa MS WORD. Iki gitabu cari intango y'ibitabu bitatu vya *The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya)*, igice ca *IIB- Isezerano Risha* kizosohoka mu Kirundi mu 2024.

*Biblical Mission Stories (Inkuru z'Ijanabutumwa ryo muri Bibiliya)*, Icigwa Ndoramana c'Ijanabutumwa ku Biga Bavuga, 2007. Iki cigwa nticasohowe nk'igitabu ariko casiguwe mu rurimi rwiganjemwo urwo muri Aziya y'Ubuseruko aho gikoreshwa mu kwigisha abajanabutumwa ndenga mico. Iki gitabu kiraboneka kandi mu bwoko bw'uduce twa buri kwezi.

# Ibitabu Vyakoreshejwe

Ivyanditswe vyera vyanditswe bikuwe muri BIBILIYA YERA, BIBILIYA MPUZAMAKUNGU NSHASHA. Uburenganzira © 1973, 1978, 1984 n'Ishirahamwe Mpuzamakungu ya Bibiliya. Vyakoreshejwe hasabwe uruhusha.

Edwards, *Exquisite Agony,* 1994

Guthrie, *The Pastoral Epistles – An Introduction and Commentary*, 1977

Hawthorne, Martin & Reid, *Dictionary of St. Paul and his Letters,* 1993

Johnstone, *The Church is Bigger than you Think,* 1998

Mandryk, *Operation World,* 2010

Otis, *The Last of the Giants,* 1991

Piper, *Let the Nations Be Glad,* 1993/2007

Reicke & Rost, *Bijbels-historisch woordenboek,* V, 1970

Stearns, *Catch the Vision 2000,* 1991

Taylor, (Ed.), *Too valuable to lose',* 1997

Van 't Slot, *World Evangelisation – That All May Hear (Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva),* 2012

Wuest, *Great Truths to live by from the Greek New Testament*, 1952

# Guhamagarira Ijanabutumwa

Urufatiro 'Guhamagarira Ijanabutumwa' rwashinzwe mubu Holande mu 2010, nk'ikigo cemewe n'amategeko ku gikorwa cashinzwe mu 1998 hanyuma rutanguzwa n'abajanabutumwa b'Abadagi, Steef & Tineke van 't Slot, abo, gushika mu 2006 bakorera muri Afrika y'Epfo.

Iki gikorwa kirondera gukangurira amashengero, cane cane mu Buraruko bw'Isi, kugira uruhara mw'ishirwa mu ngiro ry'Igikorwa Gihambaye Twahawe ca Kristo. Kibafasha guhamagara no kwigisha abajanabutumwa ndenga mico mu migwi y'abantu mu bihugu vyabo no ku migabane yabo itarashikirwa canke imaze gushikirwa gato n'Ubutumwa Bwiza.

Ibi bica bikorwa hifashishijwe iterambere ry'ibikoresho ndoramana na janabutumwa, bishobora kwigishwa mu buryo bw'udutabu twa buri ndwi (amasaha 20-30), tubereye amashengero, amashure ya Bibiliya, amasemineri y'ivyigwa ndoramana, imyiherero, ibigo vyigisha abajanabutumwa, n'ahandi.

Udutabu twoboneka mu kirundi: Introduction to Missions (*World Evangelisation – That All May Hear*) - Intangamarara kw'Ijanabutumwa (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva*) hamwe n*a The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya*) ibitabu bitatu, kimwe kivuga kw'IS.K n'ibindi bibiri kw'IS.R. Ariko nk'uko nabivuze aho haruguru, iki ca kabiri n'ica gatatu bizosohoka mu 2024.

Kwigisha bibaho ku butumire, butumwa kuri:
jombaphilbert@gmail.com canke ku biro vya Channel of Blessing Initiative: channelofblessinginitiative@gmail.com biri mu Carama kw'ibarabara rya 12 inomero 21, canke wakure kuri +257 68 763 170.

# Inyandiko z'Umuntu

# Inyandiko z'Umuntu

# Inyandiko z'Umuntu